# *Kubera Iki Twebwe Tutari Idini?*

Ni ibakwe ngiriwe gusubira kugaruka hano ku gicaniro, inyuma y'amezi nk'atatu, ndibaza, ntahari. Imihare yaragize ingorane, eka nanje nyene. Oo, ubu ndaruhutse, n'ubwo biri uko, kandi numva nshaka gusubira mu gikorwa. Kandi niteze ubu gutangura iyi ndwi iza, uwu wa gatatu uza ku mugoroba, u—umuvyuro ng'aha nyene mw'ihema. Kandi Imana Ibigomvye, nsa n'uwufise... Umwami Yaransezeraniye ubundi bwoko bushasha bw'igikorwa c'ibango. Kandi nimba Yashimye kubigira uko, nizigiye gutangura i—ico kindi gikorwa gishasha muri iyi ndwi iza, hano kw'ihema, nk'ahantu ha mbere.

2 Hanyuma, nta bikorane biteguye mfise, atari muri Australia na Nouvelle-Zélande gusa, muri uku kwezi kwa mbere kuza. Hanyuma rero Mwene Data Osborn ariko arasaba ko twokorera igikorane hamwe nanje nkaba nsa n'uwabimwereye haraheze igihe, i Tulsa, ariko ivyo ni inyuma y'aho gato, kimwe gusa ivyo ntiturabimenya neza.

3 Vyari vyiza cane, Mwene Data Jeffreys, gushobora kukuramutsa hano inyuma, no kwumva umuhungu wawe aririmba irya ndirimbo, nawe ugacuraranga. Ivyo ndabikunda cane, se n'umuhungu. Mbega ivyo ntimubikunda? "Toza umwana indero akwiye gukurikira." Ni vyo, Mushingantahe Guenther, mu—murazi ko ari vyo, mwempi. "Toza umwana indero akwiye gukurikira, niyasaza ntazoyivako." Kandi ivyo ni ukuri. Hari aho rimwe na rimwe yoshobora kuyivako, ariko yo ntizomuvirira. Murabona? Izo—izokwamana na we. Iyo ndero yo mu buto n'ivyo yigishijwe vyose gukora, bizo—bizogumana na we ata nkeka. Rero, iki ni...

4 Nahuye na Mwene Data Jeffreys hariya, nca mvuga nti: "Mwene Data Jeffreys..." Niyumviriye, murazi, nama nezererwa uwo ari we wese muri bene Data baza kutugendera, ariko ese ingene ari vyiza umugoroba nk'uyu kugenderwa na mwene Data! Uyu ni umugororoba w'abantu gusa baza mw'ihema, imbere gato y'uyu muvyuro. Uyu ni umugoroba... Turashaka gufata uyu mugoroba, n'ejo mu gitondo, n'ejo mw'ijoro, gusa ku vyo twizera hano mw'ihema, kugira ngo—kugira ngo tubisubiremwo kandi. Dufise ivyizerwa biyobeye cane, bitangaje, ariko mu buryo bumwe canke ubundi tubisanga muri iyi Bibiliya. Bisa n'ibiriyo koko.

5 Ubu rero, ni haba hariho mwene Data canke mushikiwacu w'umushitsi, umunywanyi w'idini rinaka, canke—canke adahuje

natwe, yicaye hano kuri uyu mugoroba, twashaka ko umenya ko uhawe ikaze vy'ukuri. Murabona, urahawe ikaze uko bishoboka. Ariko ubu nizeye ko. . . Kandi ibi tubizana bikaze koko. Kubw'ivyo nivyasa nk'uko mutemeranya na vyo, aho rero, muce mubigenza nkanje iyo ndiko ndarya isambusa irimwo inkere. Iyo ndiko ndarya isambusa irimwo inkere, nkaba ndayikunda cane, nama, iyo ndiko. . . Iyo ndiye iyo sambusa, iyo nsanzemwo akabuto, sinca nta iyo sambusa. Nta—nta ako kabuto maze nkabandanya gusa nirira iyo sambusa. Rero, canke nk'iyo uriko urarya inkoko. Mwese murakunda inkoko, murabona. Iyo uhuye n'igufa, ntuca ureka, uraziguriza iryo gufa gusa hanyuma ukabandanya wirira inkoko. Rero, uko ni ko ubigenza uyu mugoroba, ivyo mvuga hano, wewe gusa. . . niwagwa ku kintu kinaka, uvuge uti: "Ubu rero, nta—ntaco. . . Ndi muri ibi gusa, nk'Inyigisho ntoya z'ishengero, muri ibi bikorane bitatu bikurikira. Nta kindi bakora atari ugusubira kuvuga ivyo—ivyo bizera, bakabisubiramwo."

6 Kandi uburyo bworoshe bwonyene ushobora gutuma umuntu aVyizera, ni ukubishimangira rwose gushika aho bategerezwa kumenya ko Ico ari co kintu kibereye. Ubwo ni bwo buryo bwonyene wotuma bifata. Ni nk'umugenzi wanje, Umushingantahe Wood twari kumwe; iyo uteye umusumari ukawushitsa hagati gusa, urubaho rukaba rudafashe neza, umuyaga urarukorora bidatevye. Ariko utegerezwa kuwinjiza, ukawufatisha cane. Rero ninakara ahantu hamwe hamwe, kuri mwebwe bashitsi mwicaye aha uyu mugoroba, sindiko—sindiko ndagerageza kubatsitaza. Ndiko ngerageza gusa kwumvisha neza iri shengero ivyo twizeye. Ababitahura neza cane ubu, muvuge muti: "Amen." [Ikoraniro rivuze riti: "Amen."—Umw.] Ni vyiza. Ivyo ni—ivyo ni vyiza. Ubu rero ibi ngomba ndavyikure mu biganza. Hanyuma rero—hanyuma i. . . Bariko barabifata amajwi, n'ibindi, kugira ngo mu nyuma, nibashaka kumenya rero ico duhagarariye vy'ukuri, n'ivyo twishimikije, aya majwi bafashe azobivuga. Rero ivyo turabikora kenshi na kenshi, kuko hari abantu bashasha baza maze—maze tukabandanya. Ubu rero ntitwoshobora guca ku Nyigisho z'ishengero zose, ariko zimwe zimwe gusa muri zo ni zo twipfuza ku—kuvugako. None rero, kuwa gatatu ku mugoroba, naho, turatangura. . .

7 Rero, ku wa mbere no ku wa kabiri, nzoja kwiherera, gusenga no kwitegurira igikorane co gukiza indwara. Murashobora gufata amaterefone, canke ivyo mwipfuza vyose, mukazana uwo mwipfuza wese, ku bw'uyu muvyuro uza. Kandi mubabwire ntibaze bihuta, ntibaze, bavuga ngo: "Rero, ubu ngiye kunyaruka bansengere, uyu mugoroba. Kandi ejo ku mugoroba, vyose bi. . . " Uko siko bakora. Nuze wumvirize akanya gatoya, kuko dushaka gufata umwanya wacu tukagaragaza iryo Jambo rwose ku buryo umurwanizi atazogira mbere n'agace na gatoyi yohava ahungiramwo. Hanyuma rero

iyo uretse ukwizera kwawe kugashika kw'iherezo ryakwo, gushika aho utangura kwizera, uce ureka agatimanama kawe k'imbere gakore, aho rero ukwizera kw'Imana kuzobishigikira. Hanyuma uzoce wigira. Murabona?

Kuko, ukwizera kwawe nta vyinshi cane kuzokora. Agatimanama kawe k'imbere gategerezwa kwerekeza aho ukwizera kwawe kuriko kuja, hanyuma ukwizera kw'Imana kukaza inyuma kukavyemeza vyose. Murabona? Ariko, namba ari ukwizera kwawe, "Oo, ego, ndabitoye ubu nyene!" Kandi mbere n'agatimanama kawe k'imbere, kagenda gasubira ngaha, kavuga ngo: "Ndibaza namba bizokora kuri jewe." Ako kanya, ntibizokora. Murabona? Kubw'ivyo dushaka ko iki kiba igikorane c'ugukira vy'ukuri. Kandi imbere y'uko ngira umuntu n'umwe ninjiza mu vyumba, n'ibindi, kubw'ugukira, canke ibi bikorane bishasha, ndashaka ko batahura vy'ukuri ikibazana ng'aho. Rero mwibuke gusa, muze kutugendera, tuzonezerezwa no kubana namwe.

8 Rero mwibuke, mu gitondo, turabandanya n'Inyigisho z'ishengero. N'ejo ku mugoroba ni uko nyene. Rero murahawe ikaze, kandi umuntu wese arashobora kuza. Twama tunezerezwa no kubona umuntu uwo ari we wese. Ariko ubu ibi, uyu mugoroba, vyerekeye gusa muhira ku bantu bo mw'ihema hano, a—abarerewe muri izi Nyigisho. Kuko, iyo hanze ku rubuga, ku rubuga rw'ivugabutumwa, dufata gusa Inyigisho z'ishimikiro, z'ivugabutumwa zo mu Vyanditswe. Ariko hano mw'ihema, dufise ivyiyumviro vyacu n'ivyo twizera, nka—nka—nk'ishengero, kandi ivyo ni vyo duhava tuvugako, uyu mugoroba.

9 None imbere yuko twugurura Ijambo ryiWe Rihezagiye, mbega ntitwokunamika imitwe yacu kubw' akanya gato k'isengesho?

10 Mana Mushoboravyose kandi Nyen'inkomezi, Wewe, imbere y'uko isi itangura kuzunguruka kuri atome ya mbere, Wari Imana. NtiWigeze Uhinduka namba. N'igihe ata atome zizoba zikiriho zo kuyigumya, ata isi ikiriho yo kugumya, Uzokwama Uri Imana. Uri uw'ibihe bidashira, kandi uva mu bihe bidashira. Uri Imana. NtiWigeze Ugira itanguriro ry'ibihe, canke iherezo ry'ubuzima. Uzokwamaho. Kandi, Data, Wewe Utagira iherezo, tweho turafise iherezo, rero turasaba imbabazi zaWe z'Imana, Mana, kuko dutahura ko iyi mpwemu yacu izotegerezwa kuyongera mu Bihe Bidashira, ivuye muri ibi bintu vy'igihe, yinjira mu Bihe Bidashira. Kubw'ivyo, Mwami, turi hano kugira ngo dusuzume agakiza kacu, kugira ngo turabe ingene duhagaze imbere y'Ijambo ryaWe, no kuraba aho tugeze turi mu vyo ducishwamwo. Mbega tubayeho ubuzima buGuhimbara? Mbega impwemu yacu irashingira intahe Mpwemu WaWe? N'inyigisho yacu yoba ihuza n'iyi Bibiliya? Kandi, Data, reka tuze tubisuzume vyompi, twitonze, muri ibi bikorane bitatu bikurikira. Ubikore, Mwami.

11 Hezagira umwungere hano, abadiyakoni, abazezwabintu, n'abakristo basanzwe bose, abantu baza muri uru rusengero. Kuva mu minsi yanje hano, Mwami, hari benshi, benshi cane ntazi n'amazina yabo, canke aho bava, ariko ndazi neza ko Uzi ivyabo vyose. Kandi turi hano kubw'iyo ntumbero imwe, uyu mugoroba, Mwami, kugira ngo dukoranire kw'Ijambo Ryanditse. Uduhe Mpwemu Yera mu bugingo bwacu, kugira twicare turi amahoro, twitonze, mu gitinyiro c'Imana, dusuzuma ubuzima bwacu dukoresheje Ijambo ryiWe. Ubikore, Mwami.

12 Kandi muri iyi nyubakwa, uyu mugoroba, Mwami, hari bene Data bo mu bice bitandukanye vy'i—vy'ishengero. None, Mwami, ndakenguruka cane ko bari hano kugira ngo dufatanye. Kumbure twoshobora kudahuza ku ngingo ngenderwako ntoyi z'Inyigisho. Ariko kuri iyo ngingo ngenderwako imwe nkuru ikomeye, duhagaze nk'abavukanyi bunze ubumwe ku rugamba. Ivyo, Oo Mana, ese vyokomeza ugu—ugufatanya kwacu, n'imi. . .imigozi y'ubuntu n'urukundo vy'Imana bitubemwo vy'umusesekara. Rero, turabona, Mwami, ko iki ari igikorwa kirengeye cane umuntu, kuko ivyo twihweza, uyu mugoroba, ari ishikiro ry'imishaha ija mu Bihe Bidashira. Turasenga rero ngo Mpwemu Yera Yinjire mw'Ijambo, ARidushirire ahabona kandi ARidusigurire mu buryo bwiWe, ibintu Yipfuza ko tumenya. Ubikore, Mwami. Kandi igihe ivyo bitatu. . .ibihe vy'igikorane nivyahera, tugende nk'ishengero ryakomejwe, nk'abunze ubumwe, dushire imitima n'intumbero vyacu hamwe, hamwe n'abagenzi bacu bo mu Bwami bw'Imana, maze dutere imbere uko bitari bwigere biba.

13 Ndashaka kuGushimira Mwami, hano imbere y'ishengero na—n'abantu bari ng'aha, ko Wampaye ubu amayinga menshi yo kuruhuka neza. Numva meze neza cane uyu mugoroba kubera Ukubaho kwaWe n'umuhezagiro waWe. Ewe Mana, turasengera mwene Data hano, mwene Data agiye kuja hakurya y'amazi, hariya muri birya bihugu vy'umwiza, bigowe, aho ubuzima bwiwe nyene buzoba buri mw'irinde. O Mwami, uzohezagire Mwene Data Jeffreys aho azogira, n'umuhungu wiwe, n'umugore wiwe, umuhe ivyimburwa vyinshi. Ese yoca intoboro mu mwijima gushika Umuco w'Ubutumwa Bwiza Ukayanganye hose. Utwumve, Data, kuko tubisavye mw'Izina ry'Umwami Yesu, Umwana WaWe. Amen.

14 Rero, uyu mugoroba, ndasoma muri Bibiliya yanje ntoyi ya Scofield. Mperuka gukwiza imyaka mirongo ibiri n'itanu, vuba. Kandi ndacashobora kuyisoma, ariko bigenda bizamwo igipfungu. Kubwivyo rero nararondeye amarori yo gusoma iyo ndiko ndiga, ndaraba uko bigenda uyu mugoroba, ku ncuro yanje ya mbere.

Ubu mfise ubutumwa nka "Mbega Ishengero ritegerezwa. . ." Oo, ibintu vyinshi, hamwe twoshobora kubishikako. Bumwe muri bwo, "Kubera iki twitwa Ishengero?

Kubera iki tutari idini? Kubera iki—kubera iki twizera umutekano w'Ibihe Bidashira w'umushaha w'uwizera? Kubera iki twiyamiriza abavugabutumwa b'abagore? Kubera iki tubatiza twibije mu mazi? Mbega none Ishengero rizoca mu Mibabaro?" N'ubundi bwinshi muri ubwo butumwa hano, nibaza yuko mfise cumi na butanu canke cumi n'umunani, muri iyi migoroba mikeya iza.

15 Rero ndiko ndiyumvira, uyu mugoroba, ubwa mbere, guhera kuri, bisa n'uko Umwami Yashize ku mutima wanje kubw'iki cigwa nyene, i. . . *Kubera Iki Twebwe Tutari Idini?* Igituma. . . Rero, ntaco dufise dupfa n'abandi bantu bari mw'idini. Ntaco dupfa, ariko ndashaka kubasigurira igituma tutigeze tuba abanywanyi b'idini na rimwe. Narambitsweko ibiganza nk'umukozi w'Imana mw'ishengero ritoyi ry'Ababatista, nk'uko mubizi. Kandi Baptista si idini, ntiryari ryo, gushika aha vuba, none ubu rero ririko riraba idini nka kurya nyene kw'ayandi. Ariko, igituma tutigeze tuba idini. . .

16 Rero, turi ishirahamwe. Turi ishirahamwe, ryanditswe hano mu—mu ma sentare, nk'ishirahamwe, umugwi w'abantu bishize hamwe kugira ngo basenge Kristo, ariko ntituri mw'idini. Nta n'umwe azotuganza, murabona. Si idini. Ni—ni ishirahamwe gusa, isangira hagati y'abizera b'Abakristo. Abantu baraza hano mu rusengero. Hanyuma iri rigacika ishengero ry'iwabo iyo bipfuje kuza, igihe cose baba ari bazima.

17 Kandi barashobora kuza ngaha ntibemeranye n'ivyo twigisha vyose. Ivyo ni vyiza rwose. Uguma, igihe cose uzoba uri Umukristo, ufise isangira, uramvuye ukuboko nka kurya kw'abandi bose. Murabona? Iyo mvuze ko nizera umubatizo mu kwibizwa mu mazi, namwe mukizera ukumijagira, mukaguma kuri vyo, twoca tuguma nk'uko twempi twoba twemeranya. Turashobora kutumvikana, kutabibona kumwe. Ariko igihe cose uri mwene Data canke mushikanje w'Umukristo, urahawe ikaze rwose, murabona, mwese.

18 Nta dini rero dufise, kuko mbona ko idini ritandukanya ubuvukanyi. Bamwe bavuga bati: " Eka ntaco dufise dukora muri urya muvyuro. Ni Umuvyuro w'Abametodiste." "Eka ni ivy'Ababatista. Ntaco dufise. . . Twebwe turi Abametodiste. Ntaco duhuriyeko na vyo." Mwene Data, nimba Kristo ari muri vyo, turafise—turafise uruhara rwose muri vyo. Twategerezwa gushiramwo. . . Ni—ni Umubiri wa Kristo uriko—uriko urababazwa. Ivyo ndabibona cane mu bihugu ubu, ukuntu twashitse. . . Rero, Kristo ntiyigeze, na rimwe, ntiYigeze Atunganya ishengero na rimwe ry'idini. Ubu, ivyo bimenyekane neza.

19 Rero, ubu, nzobabaza ejo ku mugoroba, namba hari ico muri ivyo mushaka kumenya, nk'akahise kamwe kamwe ndiko ndasubiramwo, canke ikindi kintu. Nta mwanya mfise wo

kubitebako, nta kindi cigwa nohava nshikira, kuko woshobora kumara amayinga menshi kuri ico cigwa kimwe nyene. Ariko nimwaba mushaka kumenya aho hantu, ico mushaka cose mumbaze, mubishire hano ku—ku meza, nanje nzobaha inyishu.

20 Rero, idini rya kera kuruta ayandi, ishengero ry'idini rya mbere ryabayeho, ni ishengero Gatorika. Ryatunganijwe imyaka amajana atatu n'ibindi inyuma y'urupfu rw'intumwa ya nyuma. Kandi ni vyo. Ubisanga mu gitabo ba Data b'imbere y'i Nikeya, kandi ubisanga mu vyanditswe na Josephus, no, oo, mu—mu bahinga benshi mu vy'akahise bakomeye. Murabona? Kandi kugeza mu—mu. . .igihe cose mu bihe vy'ishengero, gushika ku rupfu rw'intumwa ya nyuma, n'imyaka amajana atatu inyuma y'intumwa, nta mashengero y'amadini yariho. Kandi Gatorika ryabaye ishengero ry'idini rya mbere.

21 Kandi ishengero ry'Abaporoti ni amadini yakuwe mw'idini. Ubugorozi bwa mbere bwaje, yari Luther; inyuma ya Luther haza Zwingli, inyuma ya Zwingli haza Calvin, bica bibandanya uko. No gushika ku Muvyuro wa Wesley, kubandanya gushika kuri Alexander Campbell, John Smith, n'abandi, murabona, kubandanya. Kandi imigwi ya nyuma dufise ubu ni ibice bitandukanye vy'igihe ca Pentekoti.

22 Kandi nizera ko Imana Yakoze muri buri gihe. Ariko mwoba mumaze kubona ko, igihe cose ishengero rinaniwe, ko ari igihe barigize idini, baca batangura kunanirwa ubwo nyene? Kandi igihe cose baba bananiwe, Imana Ntiyigera Yongera kuvyura iryo shengero. Rica ripfa ubwo nyene. Rero mwogira gusa. . .Nimwaba mushaka kumenya akahise kuri ivyo, tu—turashobora kubibaha, ko—ko ata shengero, nta na rimwe muri kahise k'amashengero, aho higeze haba idini rigwa ngo risubire kuvyuka. Ababatista, Abametodiste, Abaperesibiteriyano, Abaluteriyano, ico vyoba cose, iyo baguye, baba bagiye. Rero, ni ko biri. None, iki, na—nababwiye rero, ni mukenyere zigume, kuko dushaka ko vyinjira. Murabona? Ntivyigeze biba na rimwe. Iyo umuntu asohotse ku giti ciwe agatunganya ishengero, vyaca bitangura.

23 Imana Ikorana n'abantu ku giti cabo, ntIkorana n'idini. Imana nta gihe na kimwe Yigeze Ikorana n'idini. Yamye Ikorana n'umuntu ku giti ciwe. Mw'Isezerano rya Kera, Yakoranye n'umuntu ku giti ciwe. Mw'Isezerano Rishasha, Yakoranye n'umuntu ku giti ciwe. Muri buri gihe, Yamye Ikorana n'abantu ku giti cabo, ntiYakorana n'amadini. Kubw'ivyo rero, nimba Imana Itari mw'idini, vyomarira iki kugira ico nkorana na ryo nk'idini? Rero, sindiko ndavuga ivyerekeye abantu bari muri iryo dini, ndiko ndavuga ivyerekeye idini ubwaryo, kuko abantu b'Imana bari muri ayo madini yose.

24 Rero, Imana ntiYigera Ireka ikintu na kimwe ngo kibe Idatanze imburi. Sinibaza ko hari ikintu na kimwe. . .

25 Rero, ni nk'uko dufise ibibazo bivyuka, mu mashengero, nk'ico twakigize ubushize ku bijanye n'amaraso n'amavuta, n'ibindi. Kandi murazi rya kete rya "Mwene Data Branham Mukundwa", n'ibindi. Ariko igituma nagwanije ivyo, n'uko bitari mw'Ijambo. Kandi ni co gituma ndwanya idini, kuko bitari mw'Ijambo. Kandi ritegerezwa kuba rifise ikintu dutegerezwa gushingirako ukwizera kwacu. Kandi nimba tudashobora kugushinga kw'idini rinaka, dutegerezwa kugushinga kw'Ijambo ry'Imana. Kuko Uwo ni wo mushinge wonyene, ni Ijambo ry'Imana.

26 Kandi rero nimba Ijambo ry'Imana ritavuga ivy'idini, ariko rikagwanya idini, rero dutegerezwa kuvuga co kimwe n'Ijambo. Tutitaye ku vyo musenyeri, ivyo umuntu wese avuga, ivyo umuntu wese yiyumvira, ivyo umuntu mwiza avuga, ivyo ikintu cose kivuga, namba bidahuye n'Ijambo ry'Imana, aho rero si vyo. Murabona? Bitegerezwa kuba, Ijambo Ritegerezwa kuba ikintu ca nyuma. Ijambo ry'Imana ritegerezwa kuba amen ya nyuma.

27 Rero mwibuke, nta n'umwe ndiko ndakurako ubukristo (ivyo murabitahura) mu madini. Hariho imishaha y'agaciro ibihumbi muri ayo madini yose, ari abana b'Imana. Ariko kubatandukanya no kubacamwo imice, ndabirwanya. N'Ijambo ry'Imana Rirabirwanya.

28 Kandi nizera ko ata nyigisho iri mu gihugu uno munsi, nta nyigisho nimwe yigeze kubaho mu gihugu, itari yaravuzwe imbere y'igihe n'Ijambo ry'Imana. Nizera ko Ijambo ry'Imana Riduha ivyo dukeneye vyose, aha nyene mw'Ijambo. Kuva ku . . . intago yacu gushika kw'iherezo, biri neza mw'Ijambo ry'Imana. Kandi rero ni—nizera ko nimba biri mw'Ijambo ry'Imana, n'uko dukwiye . . . Ribivuga imbere y'igihe. Kandi Ijambo ry'Imana ni imburi.

29 Rero, ntusoma Ijambo ry'Imana nk'uko usoma ikinyamakuru. Usoma Ijambo ry'Imana biciye kuri Mpwemu Yera, murabona, kuko Ari Mpwemu Yera UbwiWe Avugira muri Kristo. Kristo Ashimira Imana ko Yahishije ivyo bintu amaso y'abanyabwenge n'abahinga, Akabihishurira abana bato nk'abo bokwiga. Rero, murabona, nta buryo bwo kwigishwa, nta buryo na bumwe bwo kugira idini. Hariho uburyo bumwe gusa bwo kuba mu rutonde, ni, ukurongorwa na Mpwemu w'Imana. Kandi ico kimenyamenya ucishamwo gitegerezwa guhwana na Rino Jambo. Murabona? Uba ukironse. Murabona?

30 Ni nk'igihe tuza kuhashikira mu kanya mu minota mikeyi, turiko turabona abantu bari—bari . . . Bamwe muri bo ni Abakaruvinista b'intagondwa, bamwe muri bo ni Abaruminiya b'intagondwa, mu—mu buryo butandukanye. Rero, hama hariho, naho wobitomora gute, bifise impande zibiri. Uko ni ukuri. Kandi bompi bafise ivyo bashingirako. Ariko, ikibazo ni iki, Ukuri kwavyo kuri hehe? Aho ni ho dushaka gushika,

aho twiyumvira, kubw'ubuntu bw'Imana, ko tubereka Ukuri kwavyo. Ubu reka dufate gusa. . .kandi aha niho nanditse zimwe muri izo nyigisho z'ishengero.

31 Ni muzingururure Bibiliya zanyu, akanya gatoya, mwese ubu. Kandi reka tuje mu Vyahishuriwe Yohana, igice ca 1; nako Ivyahishuriwe Yohana, igice ca 17, mu gutangura. Reka dutangure dusome hanyuma tubone aho ayo mashengero yatanguriye, n'ica—icabitanguye. Rero, Bibiliya iragabisha ibintu vyose imbere y'igihe. Yaragabishitse ku gihe tu—tubayemwo. Ubu rero, Ivyahishuriwe Yohana, igice ca 17, mushatse. Navuze ica13, sivyo nashatse kuvuga, ni ku. . . Turabibona mu kanya, navyo nyene, biri mu buvugishwa bujanye na Leta Zunze Ubumwe za Amerika. Ariko mwumvirize neza cane ubu.

> *Haza* aho ndi *umwe wo muri ba bamarayika indwi bari bafise vya bikombe indwi, avugana nanje, arambwira. . .Ngwino* hano*;* maze *nkwereke. . . urubanza ruzocirwa maraya w'agahebuza, yicaye kw iteraniro ry'amazi menshi.*

32 Rero mwibuke, ibi vyumvikana nk'ikintu c'ibanga. Ubu rero uwu mugore w'ingeso mbi, rero, nimba tugiye kwigisha ibi, bisaba kubanza gutahura ubwa mbere ico ibi bimenyetso bisigura. Rero, *umugore*, muri Bibiliya, yerekana "ishengero." Ni bangahe ivyo babizi, ko turi Umugeni? Ishengero ni Umugeni.

33 "Ngwino nkwereke urubanza ruzocirwa." Rero, hazobaho urubanza ruzocirwa umwe maraya w'agahebuza, umugore ahumanye yicaye kw'iteraniro ry'amazi menshi. Rero, *umugore* agereranya "ishengero," *amazi* nayo akagereranya "abantu." Rero, nimwabiraba, kandi, murabe, umurongo wa 15 mukiri ng'aho, umurongo wa 15, ico gice nyene.

> *Arambwira ati, Ya mazi wabonye, maraya yicarako, ni yo moko,. . .amakungu y'abantu,. . .amahanga n'indimi.* (Murabona?)

34 Rero, iri shengero rihambaye, umugore ahambaye, ni mwibuke ni umugore w'ingeso mbi. Kandi nimba umugore agereranya ishengero, (Ishengero rya Kristo ni Umugeni, Umugeni yera), hanyuma rero ng'uyu umugore yanduye. Rero yotegerejwe kuba ari uwanduye, yigira ko ari umugeni. Murabona? None, mbega akora iki? "Yicaye ku," canke kuba *hejuru ya*, bisigura, "kugira ububasha ku mazi menshi." Mu yandi majambo, afise ububasha mu bihugu vyose n'indimi n'abantu. Ni umuntu ahambaye, uyu mugore niko ari.

> Rero, *uwasambana n'abami bo kw'isi,. . .*

35 "Kuko abami bo kw'isi bakoze ubusambanyi," abatunzi, abakomeye barabukoze. Ni gute wokora, ni gute umwami yokora, ubusambanyi n'ishengero? Ni ubusambanyi bwo mu buryo bwa mpwemu. Bwa mpwemu! Ubusambanyi ni iki? Ni,

neza, ni nk'umugore abayeho atari umwizigirwa ku mugabo wiwe. Akabana n'uwundi mugabo mu gihe afise umugabo. Iri shengero, rero, ryi—ryigira ko riri Umugeni wa Kristo, mu gihe ririko risambana n'abami bo kw'isi, n'ubuzima bwaryo bwanduye, ibikorwa vyanduye. Oo, Ni ivy'ibwina kandi birimwo vyinshi. Ndakunda Ijambo. Ubu rero nimurabe.

> . . .*uwasambana n'abami bo kw'isi*, *ababa kw'isi bakaborerwa umuvinyu, ni wo busambanyi bwiwe*.

36 "Umuvinyu" wiwe ni wo yariko aratanga, ugushwashwanuka kwiwe ngo, "Ni twe Shengero! Ni twebwe tubifise." Murabona? Rero, ivyo mubishire ku muzirikanyi ubu. Vyiza. "Nuko rero atwara-. . . "

37 Rero, umumarayika yabwiye Yohana ati: "Ndakwereka urubanza rugiye kuza kuri iri shengero rihambaye." Ubu rero nimwihweze.

> *Anjana mu bugaragwa ndi muri Mpwemu: Mbona umugore* yicaye *ku gikoko gisa n'agahama,. . .*

38 Agahama, muri Bibiliya, vyerekana "ubwami." Ibara ry'agahama risigura "umutuku." *Igikoko* na co cerekana "ububasha."

Mwabonye, igikoko caduze kiva mu kiyaga, ivyo biri mu Vyahishuriwe Yohana, ica 13. Kandi iyo ubonye igikoko kiva mu kiyaga, bisigura ko ubwo bubasha bwariko buraduga buva mu bantu.

Ariko mu Vyahishuriwe Yohana 13, igihe uyu mwagazi w'intama waduga, waje uva mw'isi, ahatari abantu, Reta Zunze Ubumwe. Ariko rero, mu nyuma, wararonse amahembe abiri matomato, ububasha mu vy'intwaro no mu vyo gusenga. Hanyuma uca uronka ububasha, uvuga nk'uko ca gisato cavuga imbere yawo. Rero nimuvyandike, turiko tugana mu gihe co guhamwa kw'abasenga hamwe na vya bintu nyene bakora muri Roma ya gipagani yakoze haraciye imyaka myinshi, kuko ari NIKO UHORAHO AVUZE.

Ubu rero nimuvyihweze. "Yicaye ku gikoko, ububasha."

39 Mbega mwarabonye Rebeka? Igihe Eliyezeri yamubona, hari mu gihe c'akagoroba, aca avomera amazi ingamiya. Kuko Eliyezeri yavuze ati: "Umukobwa aza kuza akavomera amazi iyi ngamiya, aze kuba ari. . .akampa amazi yo kunywa, aze kuba ari we Watoye, Uhoraho, ngo abe umugeni w'umusavyi waWe, Isaka." Akiriko arasenga, Rebeka araza, aravoma aca amuha amazi yo kunywa, araheza avomera n'ingamiya. Mwihweze, iyo ngamiya cari igikoko. Kandi ico gikoko nyene yavomeye amazi, ni co camutwaye ku mugeni wiwe, Isaka.

40 Kandi, uno munsi, ububasha bwa Mpwemu Yera, ubwo Ishengero ririko riravomera ryongera risenga, ni co Kintu kizoRitwara Riva kuri iyi si, kugira ngo Rije guhura n'Umukwe.

Ata nkeka, Isaka yari mu murima, ku kagoroba. Ntiduhurira n'Umwami hariya mu Bwiza. Abanyefeso, igice ca 5, havuga ko tuzohurira na We mu kirere. Oo, ivyo bituma Abametodiste bitegurira gusemerera. Ni muvyiyumvireko! Murabona? Umwami . . .

Isaka yari yavuye mu nzu ya se, ari hanze mu murima igihe yabona Rebeka aza ku ngamiya. Na we aca aramukunda, amubonye ubwa mbere, aca asimba ava ku ngamiya yiruka kumusanganira. Ni vyo. Aho ni ho duhurira n'Umwami. Iyo ngamiya nyene yahaye amazi, ni yo yamujanye ku mugabo wiwe.

Ububasha nyene Ishengero ririko rirasenga, ubwo isi iriko irita akaguma, ubwo Ishenegro ririko rirasenga, ni bwo Bubasha nyene buzotwara Ishengero mu kirere, "Guhura n'Umwami mu kirere." Mpwemu Yera! Murabona? Ni . . .

Kandi, murabe, Rebeka yari inkumi itazi umugabo.

41 Uyu mugore we ni maraya, uwu turiko turavuga ng'aha. Mbega, muratahura ububasha ico ari co ubu? U—ububasha, ico bisobanura, igikoko. Yari yicaye ku gikoko c'agahama. None, mbega cobaye ari igikoko kimeze gute? *Agahama*, bwobaye ari ububasha bw' "ubutunzi". None rizoba ari ishengero rimeze gute? Ni ishengero ritunze, kandi ni ishengero rihambaye, kandi ni ishengero rifise ububasha, akosho karyo gashika ku mu masinzi n'abantu. Kandi abami bo kw'isi basambanye na we mu buryo bwa mpwemu, abo ni bo bakuru bo kw'isi. Ubu tugiye kubona uwo ari we, mu kanya gato gusa, duce tumenya ivyerekeye ayo madini.

> *Uwo mugore yambaye impuzu y'inyambarabami* (nk'abami). . .*yambaye impuzu y'inyambarabami* n'*iyitukura,. . .yari yisakaye inzahabu n'utubuye tw'igiciro kinini. . .imaragarita, afise igikombe c'inzahabu mu minwe cuzuye* ibihumanya *n'imyanda y'ubusambanyi bwiwe:*

42 None yari afise iki mu kuboko? Inyigisho ziwe, ivyo abwira abantu ngo, "Ni twe turi Ishengero. Turi *iki*." Kandi yatumye abami bo kw'isi baborerwana na we, gutyo. "Twebwe turi *iki*. Ni twe bubasha buhambaye! Turi mu mahanga yose. Ni twe shengero rinini ribaho. Nimuze, munwe ku ntuze yacu. . .Ehe, sukako dukeya. *Mwebwe* nimunweko. *Mwebwe* nimunyweko." Ni uko biri, murabona. Yari afise igikombe mu kuboko kwiwe. Itegereze.

> *Uwo mugore yambaye impuzu y'inyambarabami* n'iy'*agahama. . .yari yisakaye inzahabu n'utubuye tw'igiciro kinini n'imaragarita, afise igikombe c'inzahabu mu minwe cuzuye ibihumanya n'imyanda y'ubusambanyi bwiwe:*

43 Ubu rero, bagenzi, ntituriko turasoma ikinyamakuru. Turiko dusoma Ijambo ry'Imana Rihoraho kandi Rihezagiye. Amajuru n'isi vyose bizovaho, ariko iryo Jambo Rizokwamaho. Ni vyo.

> *Mu ruhanga afise izina ry'akabanga, ryanditse ngo, afise* rya *zina ry'akabanga ryanditse* nako *ngo: BABULONI HAHAMBAYE, NYINA WA BA MARAYA, KANDI NYINA W'IBIHUMANYA VYO M'IWISI.*

44 Rero, hano haraciye igihe, sinibaza ko hari mw'ishengero hano, ariko naravuze ubutumwa ku cigwa kimwe, *Inyandiko y'Ukuboko Ku Ruhome,* nca mvuga igihagararo ca Babuloni muri kahise. Rero, buri nyigisho yigeze kubaho, buri dini na buri nyigisho biri kw'isi uyu munsi, vyatanguriye mw'Itanguriro. Rero, hamwe mworonka ca gitabu ca Hislop citwa *Babuloni zibiri*, namba mushaka kubikurikirana muri kahise, canke bimwe muri ivyo bitabu vyiza, muranashobora mbere kubona buri nyigisho yose mushaka kuronka. Ngomba ndabagarukane akanya gatoyi, ku bagore b'abavugabutumwa, murabona, ndabereke nyene aho vyatanguriye ubwa mbere, murabona, kera mw'Itanguriro. no kuri ibi bintu bitandukanye, ingene vyavuye mw'Itanguriro. *Itanguriro* bisigura "intango." Ni bangahe bazi ko ivyo ari vyo? Itanguriro ni intango. Rero, ikintu cose kiriho, categerezwa kugira intango.

45 Iyo ndavye igiti. . .Narabaye mw'ishamba igihe, amezi atatu, hafi nk'abiri. Ndaraba igiti, ingene ari ciza. Nkakibona, kiguye; ikindi kikanaga mu kibanza caco, ubuzima buhererekanywa. Hanyuma nkavyiyumvirako. Ariko ahantu kanaka ico giti kirafise intango. Gitegerezwa kuba gifise intango. Kandi uburyo bwonyene cashobora gutorwa ngo kibe igiti, canke ngo kibe igiti c'umweloni, canke igiti c'umuberoshi, canke igiti c'umulebeni, canke ikigazi, canke ico coba cose, hategerezwa kuba hariho Ubwenge buri hejuru buri inyuma yavyo. Canke nimba hariho kimwe gusa, cari igiti kimwe c'umweloni, ibintu vyose kw'isi vyobaye vyose igiti c'umweloni. Ariko Ikintu kanaka, gikomeye, Ubwenge buri hejuru, bwategerezwa kubishira ku rutonde.

Izina ryiWe Ryera Rihezagirwe! Ni We Ashiraho ukwezi n'inyenyeri mu mukorere w'izuba. Ashira ibintu vyose ku rutonde rwavyo. Kandi Azoshira ku rutonde Ishengero ryiWe. Rizozunguruka nk'uko Ashaka ko Rizunguruka; mu buseruko, mu burengero, mu buraruko, canke mu bumanuko, ico Ashaka cose. Igihe dushobora gukura ivyo vyiyumviro vy'idini mu vyiyumviro vyacu tukiterera ico turi cose muri Karuvariyo. Azoca Abishira ku rutonde, tubaye gusa abaMuyoboka nk'ibiti n'ibindi biremwa vyiWe. Ntiwigera ubona ukwezi kuvuga ngo: "Sinza kwaka iri joro. Zimwe muri mwebwe nyenyeri nimwake mu kibanza canje." Ariko twebwe, oo, turatandukanye, murabona.

46 Rero, Babuloni, nimwihweze ukuntu Babuloni iseruka. Iseruka mu ntango za Bibiliya. Iseruka hagati muri Bibiliya. Ikongera igaseruka mu mpera za Bibiliya. Rero, hariho ikintu kimwe kanaka. Rero, bitangurana na Nimurodi. Nimurodi yatanguje Babuloni mu Kiyaya c'i Shinari, hafi nyene hagati y'Uruzi Tigiri na Efurate. Kandi uruzi rwa Efurate rwagicamwo. Na—n'ingene buri nzira, muri ico gihugu cose, yerekeza nyene i Babuloni. Kandi buri rembo muri ayo marembo ryari rifise uburebure bw'imetero nka mirongo itandatu, ayo marembo yari akozwe mu muringa. Iyo winjiye mu gisagara ca Babuloni, ibarabara ryose ryaba rijana ku ntebe y'ubwami.

47 Ubu, urashobora kuja i Roma, uno musi, kandi buri nzira yose ishikana i Roma. Kandi hariho bikira Mariya mutoyi ahagaze ku mfuruka zose, aho ibarabara rikatira, afise umwana Kristo mu kuboko kwiwe, yerekana iyo nzira yerekeza i Roma. Murabona? Iboneka mu ntango, muri Bibiliya; ikaboneka hagati muri Bibiliya; none hano naho ng'iyi mu mpera za Bibiliya.

None nashaka gusoma gusa, mu minota mikeyi, kugira ngo muronke urufatiro rwavyo. Murabona? Ni vyiza. "Kandi mbona uwo mugore," ubu rero nimwitegereze, "ishengero." Iyo ubonye *umugore*, ca wiyumvira gusa "ishengero." Murabona?

*. . . mbona uwo mugore aborewe amaraso y'abera, . . .*

48 None, ijambo *uwera* riva hehe? Ijambo uwera riva muri "uwagizwe uwera," canke "uwejejwe," uwagizwe uwera. Ni vyiza.

. . . namubonye aborewe *amaraso y'abera, . . .*

49 Rero, nimba uwu mugore ari ishengero, ryarahamye abera. Kandi ni ryo shengero rikomeye kuruta ayandi yose. Rifise ububasha kw'isi yose. Riri ku mazi menshi. Kandi ni we . . . Abami bo kw'isi basambana na we. None uwo ni nde? Bisa nk'uko ari akabanga. Ubu rero Mpwemu Agiye ku . . . Murazi, hategerezwa kubaho ingabire icenda za mpwemu mw'ishengero; iy'ubwenge, n'iyo gutahura, n'iyo gukiza indwara, n'iyindi y'*ibindi*.

*. . . n'amaraso y'abashingiye intahe ivya Yesu: . . .*

50 Bisa nk'aho batitaho cane ivyo Yesu Yavuga. Bitaho ivyo ishengero ryavuga. Ni vyo. Kandi n'ivyo na vyo nyene ni vyo.

*. . . ndamubonye birantangaza ndumirwa rwose.*

51 "Vyarantangaje ndumirwa rwose. Na . . . Cari i—i—ikintu gitangaje kuri we, ingene natangajwe n'ukuntu we . . . " Ubu reka nje mu kibanza ca Yohana maze ngerageze kubitomora gatoya kurusha, murabona. Yohana yavuze ati: "Yicaye ng'aho. Yigira nk'aho ari ishengero Rukristo. Afise uburenganzira bwose ku mahera y'isi. Afise abami bo kw'isi ku birenge vyiwe. Aratunze kandi yambaye impuzu z'amabara, none ni gute yoborerwa amaraso y'abashingiye intahe Yesu? Ni gute ashobora guhama

abera? Ni gute ashobora kwica abo bashingiye intahe Kristo? Kandi naho biri uko akavuga ko ari Umukristo, we ubwiwe, ishengero Rukristo." Ubu rero nimurabe.

> *Umumarayika arambaza, ati: "Ni igiki kigutangaje? Ndakubwira akabanga k'uriya mugore n'ako igikoko agenderako* kandi *gifise*. . .*imitwe indwi n'amahembe cumi.*

52 Rero, ibi hano ni ugusoma gusanzwe gusa. Mutahure ibi. Biraza koroha cane.

> *Igikoko ubonye cariho kandi ntikikiriho; kandi kigira* kimanuke *kive*. . .*kiduge kive i kuzimu, kije kuranduka: kandi ababa* kw'*isi amazina yabo atanditswe mu gitabu c'ubugingo, uhereye ku kuremwa kw'isi,* babonye. . .*ba—babonye ico gikoko yuko cariho kandi kitakiriho, kandi kizoboneka.*

53 Rero, ibi bitegerezwa kubabaza, ng'ibi rero. Yavuze ati, ubu rero murabe, yuko, "Igihe bose," atari bake gusa, ariko, "ababa kw'isi bose bazotangara." Bose bazotangara. Isi yose izotangarira uwo mugore. Hariho umugwi umwe gusa utazotangarira ivyo, ni abo bafise amazina yabo mu Gitabu c'Ubugingo c'Umwagazi w'Intama.

54 Rero, vyoba vyiza ndabigiriyeko ubu nyene, kuko tugiye kubishikako mu minota mikeya. Murabona? Ni ryari amazina yabo yashizwe mu Gitabu c'Ubugingo c'Umwagazi w'Intama? Kuva (Ryari?) kuri wa muvyuro uheruka bajamwo? wa mugoroba baja ku gicaniro? wa mugoroba binjira mw'ishengero? Sindiko ngerageza kubababaza. Ariko ndababwire, Bibiliya ivuga yuko: "Amazina yabo yashizwe mu Gitabu c'Ubugingo c'Umwagazi w'Intama kuva ku kuremwa kw'isi." Neza na neza! Igihe Imana, mw'itanguriro, Yabona ko Yorungitse Umwana WaYo, kandi ko Yofashe ikibanza c'umunyavyaha, igihe Amaraso y'Umwana w'Imana yaseswa. Bibiliya ivuga ko Amaraso yiWe yasheshwe imbere y'uko amatanguriro y'isi ashirwaho. Ni bangahe bazi yuko Bibiliya Ivuga ivyo, ko: "Amaraso ya Kristo yasesetse imbere y'uko amatanguriro y'isi ashirwaho"? Igihe ayo Maraso yaseseka, buri rugingo rwose rw'uwo Mubiri, amazina yabo yandikishijwe ayo Maraso, mu Gitabu c'Ubugingo c'Umwagazi w'Intama, kuva ku kuremwa kw'isi. Ikibatera ubwoba cane ni igiki? Oo, mwene Data! Ivyo vyugurura inzugi, si ko?

55 Reka rero dusome gusa ibi hano nyene, turabe nimba ivyo bivuga ari ukuri. Murabona? "Umumarayika arambarira ati: 'Ni kuki wakoze. . .'" Nibaza ko ari umurongo wa 8, "Igikoko wabonye. . ." Vyiza. Ni vyo.

> *Igikoko ubonye cariho kandi ntikikiriho, kandi kigira kiduge kive i kuzimu,*

Rero, ibi turabigarukako, ariko ndashaka kuraba iki kindi, kuko turagishikiriye.

> . . .*kije kuranduka: kandi ababa* kw' *isi bazotangara,* abo *amazina yabo atanditswe mu gitabu c'ubugingo, uhereye ku kuremwa kw'isi,* . . .

56 "Hazoba umugwi kw'isi," mu yandi majambo, "abazohendwa," kuko yarabahenze. Kandi hariho umugwi umwe gusa utahenzwe, uwo nawo ni bamwe bari bafise amazina yabo mu Gitabu c'Ubugingo uhereye ku kuremwa kw'isi. Turabishikira mu kanya gatoyi.

57 Rero itegereze uwo mugore, ishengero, yari "*Babuloni y'Ibanga.*" Turamubona aseruka biciye kuri Nimurodi. None intumbero ya Nimurodi yari iyihe? Nimurodi yashinze igisagara, atuma ibindi bisagara vyose bitanga ikori kuri ico gisagara. Twoshobora kubona ikintu nk'ico muri iki gihe? Hoba hariho ikibanza nk'ico muri iki gihe? Hoba hariho ishengero rifise ububasha ku mahanga yose yo kw'isi? Ata nkeka. Mbega muri iki gihe hariho ikibanza gitegeka buri hanga kuriha ikori? Aho hantu hariho?

Reka tubandanye dusome ibisigaye, gatoyi gusa, kugira ngo mubone ishusho yose yavyo. Vyiza.

> . . .babonye *ico gikoko yuko cariho,* . . .*kitakiriho, kandi kizoboneka.*
>
> *Aha ni ho umutima* ufise *ubwenge userukira.*

58 Ni bangahe bazi ko ubwenge ari imwe mu ngabire za Mpwemu? None, ni umugwi nyabaki Ariko Arabwira, rero? Ategerezwa kuba Ariko Arabwira umugwi w'abantu ufise i—ingabire za Mpwemu zikorera muri iri Shengero.

> . . .*aha ni ho umutima* ufise *ubwenge userukira.*

59 Rero, hagarare, mubirabe muri ivyo bihe vyose vy'ishengero hano. Birigaragaza, Mpwemu Yera Avuga, ingene izo ngabire zizoba ziriko zirakora mu gihe ca nyuma. Ubu, turafise ingabire zo gukiza indwara zikora. Oo, bi—biriko biragenda neza. Erega, mwene Data, hariho n'izindi ngabire. Iyo ni imwe gusa muri zo. Ico n'ikintu gitoyi gusa. Ego, ng'iyi ingabire iruta kure n'iyo hano nyene. Ni iyihe yoba nziza cane kuruta izindi, ingabire ya Mpwemu Yera y'ubwenge, gushira Ijambo ry'Imana hamwe no kwereka Ishengero aho duhagaze, kuruta gusa gushikana umuntu ku gukira indwara? Twese turipfuza kumererwa neza. Ariko noshima ko umushaha wanje umererwa neza, kuruta ko umubiri wanje umererwa neza, igihe cose. Oo, bagenzi!

Umvirize Mpwemu Yera Ariko Avugira muri Yohana, i Patimo, ati: "Ufise ubwenge. Ni yumvirize Ibi." Rero turiko turaronka ishusho ishushanijwe hano. "Aha niho . . . "

> *Aha ni ho umutima w'ubwenge userukira. Iyo mitwe indwi ni yo misozi indwi uwo mugore yicayeko.*

60 Hari igisagara kimwe gusa, nzi, kw'isi. . .Hari ibisagara bibiri, nzi, bifise imisozi indwi canke irenga. Cincinnati ni

kimwe muri vyo, ari naho hava ya nkuru y'ibitito kuri Cincinnati. Rya bingira ry'ingore, murazi, rya . . . n'ibindi. Ariko rero, co gifise iyirenga iyo muri co. Ariko nta shengero na rimwe riganza Cincinnati.

Hariho ikibanza kimwe gusa kw'isi yose, gifise ishengero riri ku misozi indwi, riganza isi yose. Rero, mperuka kuvayo aha vuba. Ivyo bintu vyose.

Kandi narabonye hariya ahanditswe ngo: "Aho niho ubwenge buserukira." Ivyahishuriwe Yohana 13. "Uwufise ubwenge naharure igitigiri c'ico gikoko, ni igitigiri c'umuntu." Si akagwi k'abantu, umugwi w'abantu, ariko "u" muntu. "Igitigiri caco ni amajana atandatu na mirongo itandatu na gatandatu."

61 Narumvise kenshi, yuko, ku ntebe y'inganji ya papa w'i Roma, handitse ngo: "VICARIVS FILII DEI." Narakunda kwibaza nimba ivyo ari ukuri. Ca umurongo, muce mubishira mu biharuro, mu biharuro vy'Abaroma, maze murabe nimba ari vyo. Ni ukuri kutagabanije. Narahagaze hafi *uku* ya rwa rugori nyabutatu rwa papa, rwari mu kiyo, "Ubutware kuri kuzimu, kw'ijuru no kuri purugatori." Murabona? Rero, ivyo bintu, mperuka kuva hariya, mperuka kuva i Roma vuba ndazi ko ari ukuri. Ubu rero turazi ko vyerekanywe neza.

> *Kandi* ng'aba *abami indwi*: *batanu barakombowe* (ababayeho ico gihe), *umwe ariho* (uwugira aze ubu, ari we Kayisari), *uwundi we ntaraza* (ari we Herodi, yari umubisha); . . .

62 None rero mwitegereze. Itegereze ingene bitunganye.

> . . . *kandi niyaza azoba ari uwo kumara igihe gito*.

63 Hari uwoba azi igihe Herodi yamaze ku ngoma? Amezi atandatu. Yakweze nyina wiwe mw'ibarabara, aboheye kw'itandiko ry'ifarasi. Hanyuma aturira igisagara; aca avyegeka ku Bakristo. Maze avuza inanga ku musozi mu gihe bariko . . . mu gihe bariko baraturira igisagara. Amezi atandatu—atandatu. Kandi murabe, "Kandi ico igikoko . . . " Rero mwitegereze, nimurabe ukuntu yari umuntu mubi. Murabona? Rero nimwitegereze.

> *Kandi ca gikoko, cariho kandi kitakiriho, ico ubwaco . . . ni uwugira umunani, ariko kandi ni umwe muri ba bandi* b'indwi (ingeso z'uw'indwi), *kandi azoja kuranduka*.

64 Umuntu wese azi ico *kuranduka* bisobanura, ni "kuzimu." Kandi nimurabe aho yaduze ava, "kuzimu." Ni igiki? Ivyobo bitagira iherezo. Nta mushinge inyigisho Gatolika zigira. Nta murongo n'umwe wa Bibiliya ushigikira inyigisho za Gatolika. Nta kintu na kimwe kihari nk'umurongo wa Bibiliya ushigikira inyigisho n'imwe ya Gatolika, nta namba. Ntibanavyiyitirira

nabo. Umupatiri wa hariya, wa mupatiri mutoya w'isengero rya Mutima Mweranda yaraje hariya. Aca avuga ati: "Oo, we . . ." Nariko ndamubwira ivyerekeye umubatizo wa Mary Elizabeth Frazier. Aca avuga ati: "Oo, mwamubatije nk'uko ishengero rya mbere rya Gatolika ryabatiza."

Nca mvuga nti: "Ivyo vyabaye ryari?"

Aca avuga ati: "Muri Bibiliya, Bibiliya yanyu."

65 Nca mvuga nti: "Ishengero Gatolika ryabatiza uko? Iyo ni yo nyigisho y'Ishengero Gatolika?"

"Egome."

66 Nca mvuga nti: "Mu kutihenda kw'ishengero Gatolika, ni kuki none vyahindutse cane rwose?" Murabona?

67 Aca avuga ati: "Erega, urabona, mwebwe mwizera Bibiliya. Twebwe twizera ishengero." Murabona? "Ntitunezwe ivyo Bibiliya ivuga. Twitaho ivyo ishengero rivuga." Uko ni ukuri kutagabanije. Niwigera uhangana nabo, kuri ivyo, urabigerageza rimwe, urabona. Ntibanezwe ivyo Bibiliya ivuga; ivyo ntaco bahuriyeko. Bitwararika ivyo ishengero rivuga. Murabona?

68 Ariko twe ntitwitaho ivyo ishengero rivuga. Twizera ivyo Imana Ivuga. Amen. Kuko Bibiliya, handitse ngo: "Ijambo ry'umuntu wese ribe ikinyoma, IryaNje ribe Ukuri." Ico ni co gituma twebwe tutari idini.

69 Ubu rero nimwihweze. Nimwumvirize ibi, akanya gato gusa. "Abami batanu bariho, barakombowe, abami batanu." Nimba mushaka ivyo muri kahise, ndabibereka. "Kandi umwe ariho, uwundi ntaraza."

Rero itegereze, "ca gikoko." Rero, ico gikoko co nticari umwami. Cari "kimwe kiriho, kitakiriho; kandi naho nyene kiriho, kitakiriho; yamara kiriho, kandi kitakiriho." Ni ibiki? Ugukurikirana kw'abapapa, ububasha, igikoko kiganza. Aho ni igihe Roma ya gipagani yahinduka ikaba Roma y'ubupapa. Roma ya gipagani yarahindutse, icika ubupapa, ivyo, bari bafise papa mu kibanza c'umwami, kandi papa ni umwami mu buryo bw'impwemu. Ni co gituma yambikwa urugori, umwami mu buryo bw'impwemu, yivugira ko ari icariho ca Yesu Kristo. Ng'ivyo. Ubu rero nimwitegereze.

70 Turerekana iyo nyigisho ya Gatolika hano duce tubereka ingene yanyengetereye mu mashengero y'Abaporoti, murabona, ingene icibereye neza mw'ishengero ry'Abaporoti, vyinshi muri vyo. Ibihushanye vy'ukuri, na Bibiliya, bihushanye rwose. Rero, "Igikoko cariho, kitakiriho." Rero mwibuke, "Bose bazohendwa, kw'isi, abo amazina yabo atanditswe uhereye ku kuremwa kw'isi." Reka turabe.

*Kandi ca gikoko, cariho kandi kitakiriho,* (umurongo wa 11) ico ubwaco *ni uwugira umunani, . . . uw*'indwi,

*kandi azoja kuranduka.* (Azobandanya kugeza ashikiriye mu binogo bitagira iherezo biri ku mpera y'inzira.)

*Kandi amahembe cumi wabonye ni yo bami cumi, . . .*

Ubu rero nimwitegereze ng'aha. Namba mushaka kubona ikintu gikora ku mutima, nimwitegereze ibi.

*. . . ni yo bami cumi batarimikwa; ariko bahabwa kuganziriza hamwe na ca gikoko nk'abami nyene, kumara isaha imwe.*

71 Si abami bimitswe; ni abatwaza igitugu. Murabona, ntibigeze bimikwa, ariko baronka ububasha nk'abami, isaha imwe, ku ngoma ya ca gikoko. Ivyo ni muri iki gihe gitoyi c'igitutu ubu nyene aho abatwaza igitugu bariko barahaguruka. Murabona? "Kuronka ububasha nk'umwami, isaha imwe hamwe na ca gikoko." Rero, ni vyiza.

*Abo bahuza inama, baha ca gikoko ububasha bwabo n'ubutware bwabo.*

*Abo bazorwanya Umwagazi w'Intama, uwo Mwagazi azobanesha*, (Icubahiro!) *kuko ari we aganza* uwuganza, *ni Umwami w'abami, kandi abari kumwe na we, bahamagawe, batoranijwe, bayobotse, na bo bazobanesha.*

72 Nari nipfuza ko novuga ubutumwa ubu nyene kuri ivyo, "Abatoranijwe, imbere y'uko amatanguriro y'isi ashirwaho, kandi baguma ari intahemuka ku muhamagaro wabo." Haleluya! Ni ivyo. "Bitwa, abatoranijwe, kandi abizigirwa." *Kandi* ni sahwanya, murabona, "Abatoranijwe, kandi abizigirwa." Bazomunesha. Naho yoba akomeye gute.

73 Kandi ubu bukomunista bukomeye, umuvuduko w'ubukomunista tubona uno musi, ntubatere ubwoba. Ivyo ni igikoresho kiri neza na neza mu maboko y'Imana. Noshobora kuvyemeza nkoresheje iyi Bibiliya. Izomubabaza kubw'umumaratiri wese yigeze kwica. Ego, mushingantahe. Murabe neza abo bami bose baremeranya, kandi bazomwanka. Kandi ihanga ryose, isi yose, yashwawe n'ubukomunista. Erega, bitegerezwa kuba ikintu cahagurukijwe n'Imana, kugira ngo Imuhane. Uravuga uti: "Rindira gato, Mwene Data Branham. Ubukomunista, ni ikintu cahagurukijwe n'Imana?" Neza cane, ata nkeka, ni ikintu cahagurukijwe n'Imana. Bibiliya ni ko ivuga. Ariko buja mu gikorwa kugira ngo hacirwe urubanza abantu banka Imana kandi b'ibivyarwa mu buryo buteteye isoni. None ni iki gisigaye muri iyi si? Twebwe dufise iki? Aha ejo bundi . . .

74 Ndahagarika icigwa canje umunota umwe gusa, nimba bishoboka. Nariko ndasoma igice c'Ivyanditswe aho umwana w'ikivyarwa atinjira mw'ikoraniro ry'Uhoraho kugeza ku

runganwe rwa cumi na kane. Ni bangahe babizi? Ni ko biri, Gusubira mu vyagezwe 23; umwana w'ikivyarwa. Iyo umugore afashwe mu gahinga, ni ukuvuga, kure y'uburinzi bw'umugabo, hanyuma umugabo agafata ku nguvu uwo mugore, uwo mugabo yategerezwa kumurongora. Naho yacika maraya, yategerezwa kubana na we gushika apfuye. Kandi iyo uwo mugore arongowe n'uwo mugabo, avuga ko ari isugi, kandi atari yo, yarashobora kwicwa kubera ivyo. Kandi umugabo n'umugore bubakanye, bakavyara umwana w'ikivyarwa, uwo, ntiyinjira mw'ikoraniro ry'Uhoraho, kugeza ku runganwe rwa cumi na kane. Urunganwe ni imyaka mirongo ine. Hazoca haca imyaka amajana ane imbere y'uko ico caha kiva muri Isirayeli.

75 Imana Iranka icaha! Ni gute wiyumvira guhonyanga Amaraso Yera y'Umwami Yesu, kubera gusa uri mw'idini rinaka, ukitega kwinjira? Uzokwinjira nk'uko Imana ibitegeka atari uko ntuzinjira namba. Ni vyo. Umudiyakoni, umuvugabutumwa, ico twoba turi cose, ntaco bihuriyeko. Winjira wujuje ibisabwa n'Imana.

76 Urunganwe rwa cumi na kane. Uwo muntu twariko turaganira kuri ivyo yicaye hano ubu. Yavuze ati: "None twomenya gute abazokizwa?"

77 Nca mvuga nti: "Aho ni ho wategerezwa kubera Umukaluvinista mwiza." Izina ryawe ryashizwe mu Gitabu imbere y'uko amatanguriro y'isi ashirwaho. Imana Ikurikirana ako karonda k'amaraso. Ni ingingo yaYo. Murabona?

"Ariko ivyo bifise iki . . ."

78 Mwumvirize. Mwebwe bantu mukiri bato, uno munsi, sinzi nimba muza muri iri shengero, canke aho muja, mwebwe bahungu n'abakobwa mukiri bato. Mwoba mwarabonye neza, ivyo muriko murakora, nimba hariho urundi runganwe, ko abana banyu bazocirirwa urubanza kubera ivyo mukora? Mbega nta n'ukwubaha urupfasoni mufise? Mwebwe bakobwa musohoka aho hanze mwambaye utwo tubutura tugufi n'ibindi, murazi, ivyo bizogira ingaruka mbi ku mukobwa wawe. Woba wari uzi ko nyokuru wawe yari i—imaraya, nyoko nawe yari umutamvyi w'umuziki, ari naco gituma wiyambura impuzu ku mugaragaro uno munsi? Nta nkeka. None abana bawe nabo bazoba iki? Ego, mushingantahe. Imana Yavuze ko izohanira ibigabitanyo vy'abavyeyi abana n'abana babo, gushika ku runganwe rwa gatatu n'urwa kane.

79 Woba utahura, ga mwene Data, ko igihe cose ukora ivyiza, ivyo bizogira ingaruka ku bana bawe?

80 Nimurabe hano, reka dufate Abaheburayo, igice ca 7. Bibiliya ivuga ko, igihe—igihe Melekisedeki yahura na Aburahamu avuye kunesha umwami, Akamuhezagira, kandi Havuga ngo: "Lewi . . ." Avuga ivy'ugutanga ibigiracumi. Havuga ngo: "Lewi yari afise itegeko ry'Uhoraho ryo

kwakira ibigiracumi bivuye kuri benewabo. Na Lewi yaronka ibigiracumi, yaratanze ikigiracumi, kuko yari akiri mu bura bwa Aburahamu igihe yahura na Melekisedeki." Kandi Aburahamu yari sekuruza wiwe. Aburahamu yavyaye Isaka, Isaka avyara Yakobo, Yakobo avyara Lewi; Lewi, se, sekuru, sekuruza. "Kandi igihe Lewi yari akiri mu bura bwa Aburahamu," Bibiliya ivuga ko, "yahaye Melekisedeki ikigiracumi." Haleluya!

81 Ntureke ngo hagire umuntu n'umwe akubwira ko hari ikintu na kimwe kw'isi coshobora kuzibira ca kigurudumu c'amenyo gihambaye c'Imana. Kirabandanya kizunguruka! Vyateguriwe hariya inyuma mw'itanguriro. Nta dayimoni canke abadayimoni bahagije bahari bashobora guhungabanya umugambi waYo.

82 Rero, Bibiliya ntivuga yuko yagitanze "mu buryo bw'ugutegekanya." Bibiliya ivuga ngo: "Yaratanze ikigiracumi," igihe yari mu rura rwa sekuruza. Ubwiza! Uwo ni We Mwami wanje. Oo, Yari Abizi, mbere, n'imbere yuko isi ibumbwa. Yari azi vyose. Kandi muri Aburahamu, yaratanze ikigiracumi.

83 None mushikanje, mwene Data, ni gute mushobora kwirukira aho, abantu babana bagakwegana n'abagore bafise abagabo, n'abagore basenyura ingo, bakabaho uko mubayeho, mwiteze ko urundi runganwe ruzoba rumeze gute? Ng'ibi ivyo ari vyo. Nta kindi bihinduka atari umugwi w'ibivyarwa, bavutse mu kajagari, umugwi w'abononekaye. None hari ikintu kimwe kibirindiriye, ico na co ni igihe ca vya ruhanyanganda tubayemwo. Ivyo ni vyo neza na neza. Turi mu gihe c'iherezo.

84 Yicaye iki gitondo, hariya inyuma mu misozi ya Kentucky, ni umuhungu mutoyi wa kera, wari ushoboye kwegera bigoranye ku metero zitatu z'aho ari, ariko akora umutsama w'amasaka. Kumbure ntiyari azi neza ukuboko kw'iburyo canke kw'ibubamfu. Igihe yumva . . . Nari nshitse ahantu bibujijwe kurengana. Sinari nzi aho ndi. Nari gusa muri kamwe muri ubwo bubande. Kandi nari nagiye hariya ngiye guhiga imihare. Maze kwicara ng'aho, nca ntangura kuvugana na we. Kandi uyo muhungu yavuze ko yari agiye kuja mu gisoda. N'uko duca twisanga, twashitse aho tuvuga ivy'Umwami, aca avuga ati, "Muvugabutumwa, ntiwizera ko turi mu gihe c'iherezo?" Hariya hejuru muri iyo misozi.

85 Nca mvuga nti: "Ata nkeka, niho turi. Ata nkeka, mwana, turi mu gihe c'iherezo."

86 Ni aho tugeze. Ni co gihe tubayemwo, mwene Data. Twahashitse. Ntimubona ingene abo ba mama ba kera, na ba papa, ingene bari babayeho, na sokuru na nyokuru? Ntimubona ingene papa na mama babayeho? Ntibitangaje ko turi mu kononekara iki gihe. Ntibitangaje, urashobora kuvuga ubutumwa n'umutwe ukameneka; baguma biyambarira amabutura kwa kundi nyene, bakagucira amate mu maso. Bazonywa itabi barigutumurireko, bavuga bati: "Rabana

n'ibikuraba." Kubera iki? Kuko ubwo ni bwo bwoko bavamwo. Ngiye kubishikakoko, mu buryo butaziguye, *Uruvyaro Rw'Inzoka*. Tuzobona aho yinjirira, turabe igituma bakora gutyo. Ni abana ba wa murwanizi kuva isi ikiremwa. Ni vyo. Nta kindi dusigaje, gisigaye kuri vyo, urubanza ni co kintu conyene gisigaye. Nta kindi tworonka atari urubanza. Imana Izokubura ivyo bintu vyose. Kandi umuntu ubwiwe ni we ubwiwe yabiteje. Imana ntiYashaka ko bigenda gutyo, ariko Yari Izi ko vyogenze gutyo. Ni co gituma Yavuze ko, "Yohenze ababa kw'isi bose, kiretse abo amazina yabo yanditswe mu Gitabu c'Ubugingo c'Umwagazi w'Intama imbere y'ukuremwa kw'isi."

87 Reka tuvyitegereze. Bandanya musoma gatoya. Rero, ubu nibaza ko turi ku wa 12.

> *Kandi amahembe cumi wabonye ni yo bami cumi batarimikwa; ariko bahabwa kuganziriza hamwe na ca gikoko nk'abami nyene, kumara isaha imwe.*
>
> *Abo bahuza inama, baha ca gikoko ububasha bwabo n'ubutware bwabo.*
>
> Kandi *abo bazorwanya Umwagazi w'Intama, uwo Mwagazi azobanesha, kuko ari we Aganza abaganza, ni Umwami w'abami, kandi abari kumwe na we bi—bitwa,* abatoranijwe, n'abizigirwa.
>
> *Arambwira ati, Ya mazi wabonye, maraya yicarako, ni yo moko,. . .amakungu y'abantu,. . .amahanga n'indimi.*
>
> *. . .ya mahembe cumi wabonye* kuri *ca gikoko azokwanka uwo maraya,. . .*

88 Raba ivyo rero, aya "mahembe cumi," ubwo bwami cumi. Murabona, vyose birasobanutse, ni abo batwaza igitugu. Rabe aho abo batwaza igitugu iyo bahengamira. Bihengamira hehe? Mu—mumbwire gusa uwutwaza igitugu n'umwe adahengamira ku matwara ya gikomunisita. Murabona? Kandi bazokwanka (iki?) "uwo maraya," uwo mugore, iryo ishengero. None n'iki? Raba ikizobikora.

> *. . .bazokwanka uwo maraya, bazomuzingazinga, bamukobe, barye inyama ziwe, bamutongoze umuriro.*

89 Bazofuta ico kintu kw'ikarata, ata nkeka nk'uko atawokekeranya ko mpagaze hano. Hamwe tworonka akanya ko gufata ico cigwa c'iryo shengero, no kugikurikirana biciye mu Vyanditswe, aho Vyavuze, bivuga ngo: "Abami bose bo kw'isi, n'abadandaza bose, n'abo bose, baraboroga, kuko Babuloni hahambaye haherengeteye mw'isaha imwe." Isaha imwe, igihe caho cari gishitse! Kandi, oo, ingene Bivuga ngo: "Nimunezerwe, mwebwe abera, namwe bavugishwa bera mwese, kuko Imana Yahoreye amaraso y'abera n'aya bene So kuri co." Murabona, ni ko biri. Ata nkeka, ivya gikomunisita ni igikoresho nyene mu

minwe y'Imana. Nk'uko nyene Umwami Nebukadineza yabaye igikoresho mu minwe yaYo, ngo aze atware Abayuda, igihe baja kure! . . .?. . .

90 Icaha gishobora kuguma conona, uruvyaro rw'umugororotsi rurashobora kuguma ng'aho kandi urubuto rukaguma rwononekara, rwonona rwongera rwonona gushika aho inyuma y'igihe kinaka ruherengetera. Bigashika aho, kuko ba nyina babo na ba se n'abandi babayeho gutyo imbere yacu, muri ubwo buryo, gushika aho ataco dusigarana. None murazi ivyo Yesu Yavuze? Iyo Atagabanya igikorwa, nta muntu n'umwe yorokotse.

91 Murabona? Mwoba mubona igituma dufise abo bantu (Sindiko ndabanegura.) Ba Arthur Godfrey, n'abandi bose, murazi, murabona, na ba Elvis Presley, na—no kwambarira munsi y'urukenyerero, amasarubeti, imishatsi irereta kw'izosi, n'ivyo vyose, uburyo imiyabaga yigenza? Ni igiki gikora ivyo? Ni ibiki? Kuko biva mu mugwi w'abantu b'ibivyarwa, babayeho imbere. Nta gisigaye! Oo, barahaguruka bakaririnba: "Nkube hafi, ManaYanje," nka wa munobaguzi w'ubwishaza Ernie n'abandi nk'abo, baririmba indirimbo kanaka, n'ibindi nk'ivyo. Mwene Data, urazi? Ivyo, ivyo n'uburyarya bweruye. Ego, mushingantahe.

92 Umuntu nk'uwo ntaco aba afise kuri kino gicaniro agenda hariya akaja gutamba za rock-and-roll na za boogie-woogie n'ivyo bindi bintu vyose. Nta kibanza na gito afise inyuma y'iki gicaniro. Ibi ni ibijanye n'ubuherezi, abahamagawe n'Imana. Abakozi b'Imana bahamagawe n'Imana nibo bafise ikibanza inyuma y'igicaniro. Aha si ahabo namba bakora ibintu nk'ivyo. Iyo niyo ngorane yavyo uyu munsi, ishengero nta kindi barigize atari umuhari kanaka. Umuhari ni vyiza, mushaka kubikora, birabaraba. Ariko reka ndababwire, hariho itandukaniro rinini mu kugerageza . . . hagati y'umuhari n'ishengero. Ego, mushingantahe. Ushaka gukora ivyo bintu mu muhari, no kugira ubwoko bwose bw'iminsi mikuru n'ibindi, birakuraba. Ariko mwene Data, ishengero rikwiye gukuburwa kuva kuri alutari gushika mu nzu yo hasi. Ni vyo. Simvuga gukuburwa mu gushiraho amadirisha mashasha n'ibindi. Nshaka kuvuga n'umuvyuro urungitswe n'Imana mu buryo bwa kera, uzoshwiragiza ivyo bintu hirya no hino. Ego, mushingantahe. Ni nk'ukwakiriza umuco, umuco w'umuyagankuba ku mugwi w'inyenzi zikikuje igishishwa c'ipome. Ego, mushingantahe, zica zishwiragira iyo uwo umuco watse.

93 Iteregeze rero: "Bahuza inama, batanga ububasha bwabo." Ngeze musi cane ubu. "Ya mahembe cumi." Ego, ni uko.

*Kuko Imana yashize mu mitima yabo gukora ivyo yagize imigabo,* (ni uko) *no guhuza inama, no gushira ca*

*gikoko ku nganji* zabo, *kugeza aho amajambo y'Imana azoshikira.*

Rero, *umugore wabonye ni we ca gisagara gihambaye, kiganza abami bo kw'isi.*

94 Rero, ntibikenewe gucisha hirya no hino, turazi ko ari ingazi z'ubutegetsi bwa Gagatolika. Ntibikenewe ko umuntu n'umwe. . . Nda—ndavyizera neza cane nk'uko nizera ko naronse Mpwemu Yera. Ivyo ndavyizera neza nk'uko nizera ko ndi Umukristo ahagaze ng'aha uno munsi, yuko ubwo butegetsi bwa Gatolika ari bwo—bwo. . . Igisagara ca Vatikano ni co—co gisagara kiri ku misozi indwi. Ubutegetsi bw'ishengero ni co ca gikoko cariho, kitakiriho. Ni Babuloni. Ivyo vyose birerekanwa neza na neza, mu buryo butunganye mu Vyanditswe hose. Ni ishengero Gatolika.

95 Ubu rero, ng'iki ikigiye kubatangaza. Muvuga muti: "Erega, nturiko urankorako, Mwene Data Branham." Ariko reka nkubaze ikintu kimwe. Reka dusubire ubu nyene ku murongo wa 5.

*Mu* mutwe *afise. . . ryanditse, ry'AKABANGA, BABULONI HAHAMBAYE, NYINA W'*IBIHUMANYA. . . *NYINA WA BA MARAYA, KANDI NYINA W'IBIHUMANYA VYO MW'ISI.*

96 Yari iki? M-a-r-a-y-a. Kandi yari n-y-i-n-a. Ni iki? N-y-i-n-a. Hari ico yari yaravyaye. Nyina w'abahungu? Wa ba maraya! Mbega maraya ni iki? Co kimwe nyene na—n'umusambanyikazi, umugore w'ingeso mbi. Ni igiki catumye agira ingeso mbi? Inyigisho yiwe. Yariko yigira ishengero rya Gikristo, ariko ariko atanga imitegekere yakozwe n'abantu. Kandi hano avuga ko yari afise. . . Namba yari we dini rya mbere, rero bisa n'uko hari amadini amwe amwe ava muri we. Yari nyina wa ba maraya. Si vyo? Nyina wa ba maraya. Ntiyashobora kuba nyina, rero, w'abahungu. Ntiyashobora kuba nyina wa. . . Yabwirizwa kuba nyina w'abagore. Kandi, namba bari abagore, bari amashengero. None rero reka tuvyihweze. Ni ibiki biva mu. . .

97 Idini rya mbere ryari irihe? Ishengero Gatolika. Idini rya kabiri ryari irihe? Luther. Idini rya gatatu ryari irihe? Zwingli. None vyavuyemwo iki? Calvin. Hanyuma haza Anglikani, Abanglikani na bo bagenda bavamwo Metodiste. Metodiste, Metodiste yavyaye iki? Aho ni ho havuye Alexander Campbell. Muri Alexander Campbell havuyemwo John Smith. Havuye. . . Alexander Campbell ni ishengero Rukristo; hanyuma, bari bafise ane canke atanu, ishengero rya Kristo n'izo zindi nyigisho zavuyemwo. Hanyuma haza ishengero ry'Ababatista, ryari rifise udushami dutoduto twinshi. Mw'ishengero ry'Abametodiste havuyemwo. . . mw'ishengero Metodiste havuyemwo, ubwa mbere havuyemwo Abametodiste bo kwa Wesley, hanyuma baca barigabura incuro zine canke zitanu. Hanyuma haza ubundi

bwoko bw'Abametodiste, hanyuma bongera gutandukana, bashika ku Bametodiste Bigenga. Ha—hanyuma bishika ku Banazariyano. Nuko bava mu Banazariyano haza Ingenzi z'Ubweranda, hanyuma Ingenzi z'Ubweranda kubandanya. Inyigisho ntoto gusa zitangura gutyo, bigaca bibandanya, kamwe kamwe kose muri ivyo—ivyo bitangura bizana aho nyene. None bose bakoze iki? Amaherezo vyahereye muri Pentekoti.

98 None Pentekoti yakoze iki? Vya bindi nyene nyina wabo yakora, baciye basubira inyuma ubwo nyene baritunganya. None vyacitse iki? I—idini. Ja muri rimwe, ikintu ca mbere: "Inyigisho yawe ni iyihe?" Muhungu, baragusuzuma neza, urabona, kugira bamenye ico uri, ico wizera. Kandi udahuje na bo neza, mwene Data, baca baguca mw'ishengero ubwo nyene. Kandi ni ko biri.

99 Kandi sinibaza ko kubera gusa uvuga ko uri Umupentekoti ari co gituma utekanye. Mwene Data, hazoba Abapentekoti banshi cane batari mu nzira nk'uko hari abari mu nzira, ndabizi neza. Murabona?

100 Rero, ayo madini yose, iyo bareka gusa umuhezagiro wa Pentekote ukabandanya, ntibawugire idini, bakawugumiza gusa mu buvukanyi bakareka Mpwemu Yera Agashiraho itandukaniro. Mpwemu Yera Aratandukanya. Ananiya na Safira barinjiye igihe kimwe, bavuga *ibi-n'ibi*; maze Mpwemu Yera Ati: "Ni kuki mwabeshe?"

101 Ariko tweho tuvuga tuti: "Uwo ni Mwene Data Jones, ntugire ikibi umuvugako rero, ni we muntu wa mbere atanga dufise mw'ishengero. Ndazi ko yaronse Mpwemu Yera; naramwumvise avuga mu ndimi, kandi naramubonye asemerera muri Mpwemu." Ivyo ntaco birusha gusuka ubushaza ku rushato rw'inka rwumye. Murabona? Nta ho bihuriye na gato. Imana ni yo Ica urubanza. Ni Yo Ivoga ko ariko biri canke atari vyo. Nta nkeka. Ariko twebwe twafashe ivy'idini ryacu. "Erega, twaramwirukanye mu—mu Makoraniro, Abanyabumwe baramutora. Abanyabumwe baramwakira akanya gatoya, hanyuma bakamwirukana. Kuko, baramwakiriye gushika aho, hanyuma ba Yesu Wenyene baramutwara. Aba Yesu Wenyene baramutwara akanya gato, hanyuma abaciye bamutwara ku ncuro ikurikira ni ishengero ry'Imana, ni ryo ryamutwaye. Ishengero ry'Imana ry'Ubuvugishwa riramutwara, hanyuma umurwi w'aba Tomlinson uca uramwakira." Oo, bagenzi! Mwene Data, nimba aho tudahejeje! Aho ni mu Bapentekoti, umuvyuro wa nyuma. Ubu naho bafise Urumuri rw'Ubururu, bakagira n'abasenga amavuta, na—n'amaraso mu maso. Kandi, oo, imbabazi, ubu sinzi aho bageze.

102 Ikintu kimwe gusa, n'uko vyose vyononekaye. Mwari muzi ko Bibiliya ivuga ko bizokononekara? Mwari muzi yuko Bi—Bibiliya ivuga kuri iki gihe, ko kizoba, aho n'amameza

y'Umwami azoba yuzuye ibibadashwi? Irongera ikavuga iti: "Ni nde Nshobora kwigisha inyigisho? Ni nde Nshobora gutuma aNtahura? Kuko ni ibwirizwa ku rindi, ibwirizwa ku rindi, umurongo ku wundi." Ni nde Ashobora kwigisha inyigisho? Abacukijwe, bakuwe kw'ibere rya ba nyina. Murabona?

103 Rero, nta—nta mugore, umugore yononekaye muri iki gisagara atoshobora kuvyara umukobwa w'isugi. Aba ari isugi igihe avuka, kandi arashobora kwigenza neza. Ariko utaravye neza, kuba nyina aba yari afise iyo kamere, uwo mukobwa, incuro icenda kw'icumi, azokwigenza neza na neza nka nyina. Rero, ivyo murazi yuko ari vyo. Umugore ashaje afise inzu y'ubumaraya, yoshobora kuvyara agakobwa gatoyi. Ku myaka cumi n'itandatu, yoshobora kuba atanduye afise ingeso nziza nk'agashurwe, ariko, kimwe gusa agume gutyo. Ariko, ingorane, n'uko aca asubira inyuma ubwo nyene agakora nka nyina.

104 Rero, ishengero Gatolika ni ryo ryari maraya wa mbere wa kera ryazanye inyigisho ryigiriye, ivyizerwa vy'ibinyoma, ivyo, Bibiliya ivuga ngo: "Aduga ava i kuzimu kandi agiye kuranduka." Ni Bibiliya ibivuga. Rero, namba bigisha ivyo, ni ikinyoma. Ni ikinyoma, ufatiye kw'Ijambo ry'Imana. Nuko rero ng'iryo ishengero ry'Abametodiste riraje, ryavutse kuri we, umukobwa mwiza mutoya, ariko none yakoze iki? Ryarahindukiye risubira inyuma rikora ibintu nk'ivyo nyina waryo akora. Rirareka ikoraniro bakambara impuzu ngufiya. Rikabareka bakanywa itabi. Rirabareka bakibandaniriza bakora ivyo bategerezwa gukora. Nta kintu na kimwe babivugako. Uwo mupasitori wa kera mutoyi apfuvye ari ng'aho, inyuma y'igicaniro, atinya ko yotakaza umushahara umunsi umwe, canke agasorori k'ibisuguti.

105 Reka nkubwire, mwene Data, noshima kwamamaza Ubutumwa Bwiza, no kurya imikate yumye nkanywa n'amazi buzi, ariko nkavuga Ukuri kuri ivyo. N'ubwo ishengero ryanje bohaguruka bagasohoka, nzoguma ndababwira Ukuri kuri ivyo. Ego, koko.

106 None ingorane ni iyihe? Oo, ni amacandya. "Erega, urazi, ndi umwungere w'ishengero rinini kuruta ayandi yose ari mu gisagara." Mwebwe Ababatisita n'Abametodiste mwumviriza umuvugishwa w'ikinyoma. Ivyo biragumye, ariko ikintu cose cigisha ibihushanye n'iyi Bibiliya ni umuvugishwa w'ikinyoma. Ntaco bintwaye uko vyoba bisenye gute, ni ubuvugishwa bw'ikinyoma. Ni vyo.

107 "Oo, vyose ni vyiza mu gihe izina ryawe ryanditswe mu gitabu." Ushobora kuba ufise izina ryawe mu bitabu cumi na bibiri. Nimba ritari mu Gitabu c'Ubugingo, warazimiye! Ushobora kuba umeze neza cane, ushobora kuba umwizigirwa, utanduye kandi ufise ingeso nziza uko bishoboka, ivyo ntaco bisa bisana n'ivyo.

108 Esawu yaruta Yakobo incuro zibiri, ku bijanye no kuba umugabo, kwitwararika se wiwe w'umutama w'impumyi n'ibindi vyose. Kandi Yakobo yari umwana w'ubugunge yama akwegana na nyina, umuhungu mutoyi w'umunyabwoba. Ariko Imana Yavuze Iti: "Nakunze Yakobo nanka Esawu," imbere y'uko hagira n'umwe muri abo bahungu avuka. Abaroma 8 ni ko havuga. Ivyo ni vyo neza.

109 Imana Irazi ikiri mu muntu. Kandi Irazi ikiri mw'ishengero, vyongeye. Tubeshwaho n'Umutsima w'Ubugingo, Umutsima w'Ijambo ry'Imana. Rero, nico gituma tutari idini.

110 Rero nshaka ndabahe ikindi ki. . . nshaka ndabahe ikigereranyo gitoyi nari nanditse hano. "Uwagahebuza. . ." Ni mu Vyahishuriwe Yohana, 19:2. Ndafise ikintu nanditse hano. Nshaka kuraba mbone ivyo ari vyo.

> *Kuko* imanza zawe *ari izo ukuri no kugororoka: Yaciriye urubanza umwe maraya w'agahebuza, yononesha abari mw'isi ubusambanyi bwiwe, kandi imuhoye amaraso y'abashumba bayo.* (Iryo ni ryo herezo ry'ishengero Gatorika.)

111 None, turashaka ko mwihweza, na hano, ko idini—ko idini riboneka no mu Vyanditswe ngaha, ko i. . . Kandi Bibiliya ntiyigera ivuga idini. Idini ryavuye mw'ishengero Gatorika. Ni ryo nyina wa mbere w'amadini, kandi buri dini ryose ryavuye aho nyene. Rero, ibi biraza kubabaza gatoya. Bizogenda birushiriza kubabaza igihe cose, murabona. Ariko nsha—nshaka ko mubona ko amadini atavyawe canke ngo ashirweho n'Imana. Yashizweho na wa murwanizi.

112 Ishengero ry'Imana ni. . . Ntiduciyemwo ibice, twese turi umubiri umwe; ivyizigiro bimwe n'inyigisho imwe, umwe mu rukundo. Iryo ni ryo Shengero ry'Imana Nzima. Utaravye ivyo bo, ivyo bintu, twese hamwe turi umwe! Ni vyo. Yaba Umumetodiste canke Umubatista, mwene Data, nimba yaravutse ubwa kabiri akaba yuzuye Mpwemu Yera, ni mwene Data. Tugenda urutugu ku rutugu. Ni vyo. Ego, mushingantahe. Nta co bihindura.

113 Mose. Hari igihe ndaba iruhande yanje bakavuga bati: "Urazi urya mugwi w'Abapentekoti b'abanyakaguma, ga Mwene Data Branham, kuki wojana n'umugwi nk'uwo?" Murazi? Mose yaritegereza abana ba Isirayeli. Yarabira mw'idirisha rimwe n'iryo Farawo yarabiramwo. Farawo yabaraba nk'umugwi w'abatobanga ivyondo, ariko Mose we yabaraba nk'abatoranijwe n'Imana. Yari azi yuko bafise isezerano. Kubera iki? Yabimenyeshejwe n'Ijambo. Kandi ukwizera ni kwo kwatumye. . . Yari afise uburenganzira ku ntebe y'ubwami, bwo kuba Farawo, isi yose ku birenge vyiwe, yicaye ng'aho basuka umuvinyu mu kanwa, n'abagore beza bamuha akayaga, nk'umwami w'abami, canke uwutwaza

igitugu, canke umwami w'isi, umusore Mose, ku myaka mirongo ine, yari abifise mu minwe. Yararavye uwo mugwi w'abatobanga ivyondo, ariko yari azi ko ari umwe muri bo. Haleluya! Ni vyo. Yari azi ko ari umwe muri bo. Kandi kubwo ukwizera, wenyene, yarihitiyemwo!

114 Umuntu wese ategerezwa guhitamwo. Ubwirizwa guhitamwo. Uraza guhitamwo ubu. Uraza guhitamwo mu gitondo. Uzohitamwo ejo ku mugoroba, nimba uzoba ukiriho. Utegerezwa guhitamwo igihe kanaka. Mwene Data, haraheze igihe kirekire narahisemwo. Iyi Bibiliya ni kazinduzi yanje. Iyi Bibiliya ni Igitabu c'Ubugingo canje. Iyi Bibiliya ni Ijambo ry'Imana. Bibiliya ni yo imbeshejeho. Iyi Bibiliya ni yo mpagazeko.

115 Kubw'ivyo, Mose yararavye abana ba Isirayeli. Ntiyavuze gusa ati: "Oo, ni abantu beza cane. Ntaco dupfa. Oo, oya, nta kibi na kimwe nzobavugako." Uko ni ko abantu benshi babigira muri iki gihe. "Oo, abo Bapentekoti n'abo bantu bafise Mpwemu Yera, n'abo bantu bizera ugukizwa indwara n'Imana, oo, jewe—jewe—jewe ntaco dupfa na vyo." Uko siko Mose yari. Yarahevye Egiputa aba umwe muri bo. Yaragiye aja muri bene wabo. Yari umwe muri bo.

116 Mwene Data, iyo niyo nzira mfata. Nzofatana inzira n'inkehwa z'Umwami zikengeretse, naho zizoba ziri ku rushi, uko vyoba kose. Bafise isezerano, kandi ndabona amazina yabo mu Gitabu c'Ubugingo c'Umwagazi w'Intama. Ni bene Data. Ni vyo. Ihitiremwo uhagararane na bo. Baba mu kuri canke bihenda, uhagarare aho uko biri kwose. Nimba bihenda, bafashe basubire mu kuri. Ni vyo. Ntuzokwigera ubagira beza kuruta mu kubaterera irya n'ino. Urabona, gerageza ubakwege.

117 Charlie, nk'uko babivuze ku bijanye na Mwene Data Allen, ku bijanye n'umuriro ba . . . amaraso mu biganza. Navuze nti: "Sinigeze, sinigeze nsuzugura A. A. Allen." Navuze nti: "Iyaba noshoboye kuvuga ubutumwa nka A. A. Allen, sinokwigera ngira n'igikorane co gusengera abarwaye." Rero, ku bijanye no kutavuga rumwe ku bijanye n'amaraso nk'ikimenyamenya ca Mpwemu Yera, mu biganza vyanyu, Sinzokwemeranya na vyo. Ariko ku bijanye n'ubuvukanyi, ni mwene Data. Mpagararana na we urutugu ku rutugu mu rugamba. Ukwo ni ko biri. Nimba yihenda, nzogerageza kumufasha. Kandi nimba atihenda, nimba jewe nihenda, ndashaka ko amfasha. Kandi uko ni ko tu—tubandanya tuja imbere. None rero murabe hano.

> . . . yari *BABULONI YAKABANGA, . . . NYINA WA BA MARAYA* . . .

118 Mbega ga bagenzi murabona uko ishengero uno munsi, murashobora kubona ingene ayo mashengero y'iki gihe abaho uko yishakiye? "Ni vyiza rwose, bandanya imbere," ni ingurube irya iyindi, ntibavyitaho. "Emwe, nta kibi kiri mu gukora

ivyo. Mugerageza gusa kuba abarenganywe n'igihe." Rero itegereze inyigisho zabo. Ubu nshaka . . . Ubu mwitegereze. Uwo ni umugenzo wabo. Murabona, ko mu myaka mikeyi iheze, ishengero Gatolika ari ryo ryonyene ryemerera abantu kuja kuraba amareresi? Ishengero ry'Abametodiste ntiryoshoboye kwiyumvira ikintu nk'ico. Amadini yose, "Oya! Ivyo ni ibikorwa vy'umurwanizi." Ndibaza ivyabaye. Ego, mushingantahe.

119 Kandi murazi, wofata abo bakobwa bato b'Abagatolika, bagenda bambaye utwo tuntuze dutoduto. . .(bamwe muri mwebwe bahungu ba kera tungana.). . .hatangura haza utwo duhuzu tugufi dushika ku mavi. Uwo mugabo, ndibazaa, ari mu muriro, uyu mugoroba. Sinzi. Si jewe ndi umucamanza wiwe. Ariko igihe yakora ya ndirimbo ya mbere y'ibiterasoni yasohotse kw'iradiyo, itabanje gusuzumwa, ivuga ngo: "Ziduze, bakobwa, ziduze; ziduze mwerekane amavi yanyu meza." Ni bangahe bibuka ivyo igihe yasohoka ubwa mbere, haraciye imyaka? Aho ni ho habereye ikosa rya mbere. Ni vyo. Kandi igihe haboneka uwo muntu ava muri Texas, bagaca bafata abo bagore bagakoresha impuzu zabo zo munsi ngo babagire ico batari bari, n'ibintu nk'ivyo, maze bakabareka bakabikora. None rero vyakoze iki? Vyarakwiragiye. Ni impwemu.

120 Umuntu yariko aravuga, ejo bundi. Yavuze ati: "Sinzi ico ngiye gukora. Mfise umuhungu mwiza, w'inzirabugunge, none uwo muhungu ageze aho atwara ivyo ashikiriye vyose."

Nca mvuga nti, "Kuki?"

"Agendana n'igisuma."

121 Uyereranye n'umuntu w'igisuma, nawe ubwawe uzoba umusuma. Umutamakazi mama wo muri Kentucky yahora avuga ati: "Uryamanye n'imbwa ifise imbaragasa, nawe uvyuka ufise imbaragasa." Ufashe—ufashe umugore mubi, hanyuma ureke. . .umukobwa, mushire hamwe na—n'umuhungu ameze neza yiyubashe, bidatevye azoba yamaze gucika nk'icana c'imbwa. Ni ko bimeze no ku mukobwa ku muhungu mubi. Bakumenyera kubo mugendana. Itandukanye! "Sohoka muve muri bo," niko Bibiliya ivuga, "nimwitandukanye!" Ukwo ni ukuri.

122 Nimba amashengero yabo asubiye mu kwononekara nk'ukureka abantu babo. . .Erega, hano ejo bundi, mw'ishengero rinini ryiza ry'Ababatista, bategerejwe guheza igikorane. Umuntu ashobora kuvuga ubutumwa iminota mirongo ibiri gusa, kuko pasitori ategerezwa kuja kunywa itabi. Ikoraniro ryose ryaciye risohoka. Bose bahagaze hanze ku murongo wo kunywa itabi, hanyuma bongera baragaruka, bose hamwe na pasitori. Naragiye mw'ishengero ry'Abanyekoraniro, aho hari hahagaze umuntu, yambaye ikanzu nini ndende, ahagaze aho, aca avuga, yishimikije ku gicaniro nk'*uku*, avuga ku bwoko kanaka bw'ishurwe yasanze hejuru ku musozi.

Vyari ivyo gusa, aca asubira hanze. Kandi intoke ziwe zari zarabenjuwe n'umwotsi w'itabi. Ego. Kandi yavuga ko abagore, ko uwo mugabo yari agiye gukina. . .Ni uwuhe wa mukino w'Ikidagi bakinisha ivyo, batanga—amakarata menshi, murazi? Yari afise. . .Oo, nari nzi ko ndavyibuka. Pinochle, bari bagiye gukina urukino rwa pinochle. Nibaza ko ari vyo. Ego, ni ho ukinira. Ni urukino rusanzwe rw'amakarata. Umukino wa pinochle, mu nzu yo munsi! Mana Yanje! Aho ni ho umushinge wayo uri. Ntibitangaje! None babigenza gute? Hanyuma bakavuza urwamo kw'ishengero Gatorika ku bijanye n'ivyo bibanza vya Rotary no gukina akamari. Na mwebwe abaporoti mwaronekaye nka bo, none ivyo mwobivugako iki? Inkono ntishobora kubwira umubehe ngo "uracafuye." Ata nkeka si vyo. Mukora ivyo, hanyuma mukavuga muti: "Emwe, ndi Umuperesibiteriyano. Ndi Umumetodiste." Ntaco uba uri gushika uvutse ubwa kabiri. Ni vyo. Kandi iyo ubikoze, urazi, hari ikintu muri wewe kikubwira ko ivyo bintu ari bibi, uzoca ubivamwo ata nkeka wemye. Murazi ko ari Ukuri. Ata nkeka. Ego, mushingantahe. Ivyo bintu birahuye neza. Kuki?

. . .*NYINA WA BA MARAYA*. . .

123 Umwe muri iyi minsi, uwo nyina wa kera agiye kuvuga ati: "Mwari muzi? Nakare, mukundwa, twempi turi co kimwe." None urazi ico ari co rero? Rya Shirahamwe Mpuzamashengero rizobashira hamwe mwese nk'uko ririko rirabikora ubu. None murazi ibizoshikira umugwi mutoyi nk'uyu? Muzovyishura, bahungu. Uko ni ukuri kwuzuye.

124 Ariko ntimuhagarike umutima, Umwagazi w'intama Azomunesha. Kuko ari Uganza abaganza, n'Umwami w'abami, kandi Imana Izorongora Ishengero ryaYo, aho kurongora idini. Azosuka ayo Mavuta y'Inzahabu ya Mpwemu Yera kuri iryo Shengero. Mwene Data, Umuriro uzotibuka uvuye mw'Ijuru, kandi ibimenyetso n'ibitangaza bizoba, nk'uko mutigeze mubibona. Ego, mushingantahe. "Ntimutinye, busho buto, kuko ari ubugombe bwa So kubaha Ubwami." Ego, mushingantahe. "Uwihangana agashitsa kw'iherezo!" Ng'ivyo. Bandanya urugendo. Bandanya utumbereye i Kaluvariyo. Iyi Bibiliya ni ukuri. Ntugire ubwoba.

125 Mwihweze ubu. Hariho ingeso zimwe zimwe bafise. Zimwe mu nyifato bafise. Twoshobora kubandanya. Icakurikiye murazi, vyanyengetereye mu mashengero y'Abaporoti. Hanyuma abagore b'Abagatorika batangura. . .Emwe, nta co bitwaye kwambara utubutura tugufi tugufi, mu gihe bakija mw'ishengero bagashira agatambaro ku mutwe. Umugenzo kanaka, "Ntuzorye inyama namba ku wa gatanu Mweranda." Kandi, oo, ni hehe mwigeze mubona bambara agatambara ku mutwe kugira ngo winjire mw'ishengero? Ndashaka ko munyereka Ivyanditswe. Ni ubuvugishwa bw'ikinyoma. Biri hehe mw'ishengero aho wategerezwa kwambara inkofero

mw'ishengero? Iyo wambaye inkofero ku mutwe, uba ukengereye Kristo, nivyo; abagabo, ni bo ndiko ndavuga. Bagore, murafise umwitwikiro, ariko ndahaye gahinyuza umuntu wese anyereke aho ari inkofero canke agatambara. Ni umushatsi wawe! None warawumoye wose. None ivyo bimeze gute? Oo, baravuga ngo, "Ivyo vyaratayе igihe." Nimba ari uko, na Bibiliya ni uko! Ijambo ry'Imana ni ukuri.

126 Nta gihe kirekire giheze, nariko ndavuga hano ivya wa mugore yogeje ibirenge vya Yesu, agafata umushatsi wiwe, murazi, a—akawubihanaguza. Navuze nti: "Uburyo bwonyene umugore ashoboye gukora ivyo, ni uguhagarara ku mutwe wiwe kugira ngo aronke umushatsi ukwiriye wo kwoza ibirenge vyiWe, wo kubihanaguza." Ni vyo. Oo, ni ko biri, biramaramaje kubona ingene. . .Hano, mu gihe c'ubukonje bwinshi, bagendagenda bambaye agace gatoyi k'agakoti nk'uko, berekana umubiri wabo uri gusa.

127 Rero muvuga muti: "Ni kuki ukarira abagore?" Mukeneye gukarirwa.

128 Namwe bagabo mureka abagore banyu bagakora ivyo, mwene Data, si—sinzi ico nobiyumvirako. Rero, ni ko biri.

129 Namwe abapasitori, sinibaza yuko muri hano. Ariko mubonye uwo muntu, mumubwire aze, mumubwire, aze kundaba. Murabona? Nimba atubaha Kristo ku buryo areka ikoraniro ryiwe rikabandanya ivyo ata. . .A. . .Bashobora kubikora aho atabona, ariko atabibabwiye, ntazoba ari umukozi wa Yesu Kristo abereye. Ni ukuri kutagabanije. Ntabereye kuba umukozi wa Kristo. Umukozi wa Kristo akwiye kuba uwutagira ubwoba hageze ku bijanye na Bibiliya. Nta nkeka. Ariko bari aho, barasohoka bakabikora uko biri kwose.

130 Kandi rero, ikintu ca mbere mwomenya, Abaporoti nabo baciye bakora ivyo nyene. Wewe Mumetodiste mwiza, nawe Mubatista, nawe Muperesibiteriyano, canke Umunazariyano, Ngenzi z'Ubweranda, namwe mwese, muri co kimwe, mwaciye mubikorokeramwo ubwo nyene, ni igiharo n'igiharage. Ng'ivyo, "Nyina wa ba maraya." Idini ryanyu, "Igihe cose vyahereye ku cicaro gikuru, none vyahinduye iki?" Murabona? Hariho itandukaniro rinini cane. Ntivyigeze bitangurira, kuri *ca* Cicaro Gikuru. Bishobora kuba vyatanguriye ku cicaro gikuru canyu hano kw'isi, ariko si kuri Kimwe co mw'Ijuru. Bivana n'aho uva. Ivyo n'ukuri.

131 Ubu, sinibaza ko dufise umwanya wo gushika kuri ibi bindi, kumbure vyoba vyiza ndabiretse kubw'ejo mu gitondo. Ni vyiza, reka dufate gusa aka gatoyi kagufiya. Turafise, hano, "umubatizo wo mu mazi." Turafise kandi "ugutoranirizwa ishikiro," kandi, oo, n'ibindi vyinshi. Rero reka dufate iki gusa, aga gatoyi, kagufiya kerekeye "abagore b'abavugabutumwa," tubone ico.

132 Rero, ubu, mupfasoni w'umuvugabutumwa, sinshaka kukubabaza, ariko nshaka kukubwira ikintu kimwe. Nta gace na kamwe k'Ivyanditswe, nta na kamwe muri Bibiliya woronka. Ego, ndazi aho mushaka gushika, kandi ndamaze kuronka ivyanyu vyose, egome, ngo "Kandi abahungu banyu n'abakobwa banyu bazovugishwa." None, nimba umupasitori wawe atazi ico "kuvugishwa" bisigura, nta—nta na kimwe azi. Nta kinini afise akora inyuma y'igicaniro, mu kugerageza kukubwira ngo ube umuvugabutumwa. Murabona? Kubera ko, ata gukekeranya na mba, vyaraciriweko iteka kuva mw'Itanguriro gushika mu Vyahishuriwe Yohana. Ubu reka ndabereke iki, murabona.

133 Rero ndashaka ko munzingururira muri Timoteyo wa Mbere 2:11. Zingurura gusa hano turabe ibi, turabisanga, na hano, mu Vyakozwe n'Intumwa 2. Ego. Kandi mwumvirize gusa—gusa hano ico Ivyanditswe bivuga kuri iki kintu.

134 Hari umuntu umwe yaguma avuga ati: "Erega, Mwene Data Branham, nta kindi uri atari gusa umutama yanka abagore." Jewe sinanka abagore na mba. Ndi. . .Sinkunda gusa kubona abagore bagerageza gufata ikibanza kitari icabo.

Muribuka i Howard Shipyard hariya, kimwe mu bibanza bakoreramwo ubwato giteye imbere cane biri ku Ruzi Ohio? Bashizeho umugore ngo ahatware. Raba ivyabaye.

Bahaye umugore uburenganzira bwo gutora. Raba ivyabaye.

135 Reka ndababwire ubu nyene. Si gusa gukura urusato ku bagore. Nshaka ko abagabo mutahura ko namwe muri muri ivyo. Ariko reka ndakubwire ikintu kimwe, mwene Data. Iki gihugu ni igihugu c'umugore. Ndabikwemeza nkoresheje Ivyanditswe, nkoresheje ico ari co cose ushaka ngo ndavyemeze. Ibi ni. . . Ni igiki kiboneka ku mahera yacu? Umugore. Aboneka hehe? Mu Vyahishuriwe Yohana, hano, uramubona. Ni igitigiri cumi na gatatu, kandi, ivyo yatanguye vyose; inyenyeri cumi na zitatu, imirongo cumi n'itatu, ibihugu cumi na bitatu. Cumi na gatatu, vyose vyari cumi na gatatu, mu gutangura. Aboneka mu kigabane ca 13 c'Ivyahishuriwe Yohana. Umugore, cumi na gatatu!

136 No mu mwaka w'1933, igihe Umwami. . .Igihe twariko turagira ibikorane hariya aho rya shengero rya Kristo riri ubu, inzu ya kera y'Abafirimasoni, aho niho rya yerekwa ry'Umwami ryanjeko ca gihe hano rivuga riti: "Ubudagi buzohaguruka bashire hariya Umurongo wa Maginot." Benshi muri mwebwe muravyibuka. N'ingene bose bonyegeyemwo, Abanyamerika na bo bagatsindirwa cane aho nyene kuri uwo murongo. Kandi rirongera rivuga ivyari kuba, no ku vyerekeye Roosevelt n'ivyo bintu, ingene yari kwitoza agatwara ikiringo ca kane. Mu buryo butunganye neza, nk'uko nyene vyashitse. Kandi ryarongera rikavuga ko imodoka zizoguma zigenda zimera nk'irigi, gushika mu misi ya nyuma aho zobaye zifise nyene

ishusho y'irigi. Nca mvuga nti: "Bizoshika aho izo modoka zitazogendeshwa n'ivora. Kizoba ari ikindi kintu kizigendesha." Ni zirya modoka bariko barasohora ubu, ukoresha terekomande, kubw'umutekano. Neza. Ntuzoshobora kwinjira mu gisagara . . . Hanyuma, ahantu hagenewe kugira ku muvuduko w'ibirometero mirongo itatu kw'isaha, ushobora gusa kugenda ku muvuduko w'ibirometero mirongo itatu kw'isaha. Ntushobora kugonga iyindi modoka, kuko ikoreshwa na terekomande. Murabona, biriko bigenda gutyo, ubu nyene. Nca mvuga nti: "Mwibuke, muri ico gihe, imbere y'uko igihe c'iherezo gishika, imbere y'uko igihe c'iherezo gishika, uwo mugore . . . Rero, mwese ivyo mubigumye vyanditse. Hazoba umugore ahambaye, w'ububasha azohaguruka, mwo kimwe azoba ari Umukuru w'igihugu, canke uwutwaza igitugu, canke umugore w'ububasha buhambaye muri izi Reta Zunze Ubumwe. Kandi iki gihugu kizokwibira, musi y'akosho k'abagore. Rero, mwibuke, ivyo ni NIKO UHORAHO AVUZE." Murabona?

137 Kandi arihenda. Vyahaye inzira iki? Reka ndababwire. Nimube aba Mpwemu. Reka . . . Nimwiyugurure. Raba. Kuki biriko biba gutyo? Kugira ngo bihe ishengero ry'Abagatolika ikibanza co kwinjira. Murabona? Musenga abo bakinyi b'ireresi ba rurangiranwa n'ibindi vyose bitandukanye. Muribuka ubutumwa navuze? Margie, uravyibuka, haraheza imyaka, ku gu—guterwa kwa Reta Zunze Ubumwe, kugira ngo batembagaze intwaro ya Amerika. N'ingene navuze ko ivyo navuze ko yaserukiye i Paris tumaze kubatabara tubakura muri barya bagore, umuvinyu n'ukwinezereza. None vyashitse neza muri Hollywood. Rero, aho aba ari twebwe tuja kurondera imideri i Paris, ni bo baza hano kurondera imideri. Vyakoze iki? Vya . . . Ntitworeka abana banyu ngo baje aho barabira amareresi, ariko vyaciye vyinjira muri tereviziyo, abandanya akorera aho, bica vyanduza ibintu vyose, aca yonona vyose. None ni aha tugeze uno musi, abakobwa batoyi n'abahungu bose, bose bameze nk'abo bakinyi bo kuri tereviziyo. Ni igiki? Ni uguca inzira. Muhungu, umugore umwe w'ingeso mbi arashobora kurungika abantu benshi mu muriro kuruta ubunywero bwose woshobora gushira mu gisagara. Ni vyo. Mwihweze amanutse mw'ibarabara yakuye impuzu ziwe zose, umugabo uwo ari we wese, nimba ari umugabo akomeye afise amagara meza, iyo aravye uwo mugore ategerezwa kwiyumvamwo ikintu kanaka. Rero vugisha ukuri gusa. Sinitayeho . . .

138 Maze imyaka mfise Mpwemu Yera. Ntushobora kuraba umugore asa n'uwambaye ubusa . . . Jewe—jewe ntwara umusaraba mutoyi mu modoka yanje, benshi muri mwebwe mwarawubonye. Hariho umuntu yambwiye ati: "Mbega uri Umugatolika?" Ni hehe Abagatolika bigeze kuronka umwihariko ku musaraba? Umusaraba bisigura "Umukristo."

139 Ba Sisiriya Mweranda mutoyi n'ibindi nk'ivyo, ni vyo

biranga Ubugatolika. Ntitwizera ibintu nk'ivyo. Twizera Kristo. Bafise abo bantu bapfuye bambaza. Ni uburyo bwo hejuru bwo gusenga imizimu. Nta kindi biri atari, ugusenga abapfuye. Nta kintu nk'ico, oya.

140 Narabajije uwo mupadiri. Mvuga nti: "Ni kubera iki none, nimba . . . Petero ni we yari papa wa mbere?"

Aca avuga ati, "Ni vyo."

141 Nca mvuga nti, "None ni kuki Petero yavuze ngo, 'Nta wundi muhuza ari hagati y'Imana n'abantu atari uwo Muntu Kristo Yesu'? None mufise abagore ibihumbi bitanu bapfuye, n'ibindi vyose, mugira abahuza. None habaye iki?" Ni ivyo. Nta n'inyishu bafise kuri ivyo. Ni vyo.

142 Rero zimwe mu nyigisho zabo, inyigisho zabo z'ikinyoma, umugwi w'abavugishwa b'ibinyoma b'Abaporoti waraje aha hafi uca wigisha ivyo, kandi namwe Baporoti muriko murabimiragura. Ni vyo neza na neza. Amadini n'uburyo bw'imibatizo, n'amategeko atandukanye n'ibintu mukora, ata na hamwe biri namba mu Vyanditswe. Ivyanditswe birabirwanya, yamara mukabifata nkama. Ni ukuri.

143 Umviriza rero ibi ku vyerekeye abagore b'abavugabutumwa. Vyiza. Timoteyo wa mbere, ndashaka Timoteyo wa mbere 2:11. Ubu nimwumvirize ivyo Ivuga hano.

> *Abagore* banyu *bige batekereje bagamburuka rwose.*
>
> *Ariko sinkundira umugore ko yigisha canke ko aganza umugabo, ariko atekereze.*

144 Nta ruhara mfise rwo kubishiramwo. Inshingano yanje ni iyo kubabwira ko birimwo ng'aha. Murabona? Murabona?

> *Abagore* banyu *bige batekereje* kandi *bagamburuka rwose.* (Nimba mwarigeze kuja mw'ishengero ry'aba Orotodogisi ngo mubarabe, murabona. Murabona?)
>
> *Ariko sinkundira umugore ko yigisha canke ko aganza* (ko aba umupasitori, umudiyakoni, canke ikindi nk'ico) *umugabo,* murabona, *aganza umugabo, ariko atekereze.*
>
> *Kuko Adamu ari we yabanje kuremwa, hanyuma Eva.*

145 Mwari muzi? Umviriza rero, mwa bagore mwe. Mwebwe bagore b'Abakristo beza, b'abagororotsi ni co kintu ciza kuruta ibindi vyose Imana Yoshobora guha umugabo, atari uko yomuhaye ikintu gitandukanye. Ego, mushingantahe. Murabona? Umugore nta n'ubwo yari mw'irema ry'inkomoko. Umugore si ikintu caremwe c'Imana. Ni icavuye mu mugabo. Imana yaremye umugabo, ari vyompi umugabo n'umugore. Hanyuma Irabatandukanya. Umuntu amaze kuba kw'isi no kwita amazina ibikoko, akaba hano igihe kinini, Yafashe akagufa Ikuye mu rubavu rwa Adamu, nk'ikivuye mu kindi,

Ica ibumbamwo umugore. "Adamu ni we yabanje kuremwa, hanyuma Eva." Ubu rero nimwitegereze.

*Kandi Adamu si we yahenzwe, ariko umugore ni we yahenzwe, agwa mu bicumuro.*

146 Imana Yafashe umugabo. Satani yafashe umugore. Vyitegereze, neza na neza uko biboneka, intandaro y'ibiba iki gihe. Raba Ishengero ry'Imana nyaryo, rizovuga riti: "Yesu!" Antikristo avuge ati: "Mariya!" Itegereze izo impwemu. Murabona? Ng'izo. "Mwaramutse Mariya, nyina w'Imana, urahezagiwe mu bandi bagore bose, dusabire twebwe bononyi, ubu n'umunsi tuzopfa. Amen. Mariya, senga!" Ewe, Mana Yanje! Rabe, ng'ivyo rero, "umugore," igikoresho c'umurwanizi. Kristo, ikintu co gusengwa, kandi We Wenyene! Ni uko. Ni uko.

147 "Adamu ni we yabanje kuremwa, hanyuma Eva." Adamu ntiyahenzwe. None ni gute mwoshobora kugira umupasitori, umudiyakoni w'umugore? Adamu ntiyahenzwe, ahubwo umugore ni we yahenzwe. Mu vy'ukuri yari . . . Ntiyiyumvira ko ari mu makosa, ariko yari muri yo. "Umugore ni we yahenzwe, agwa mu bicumuro." Kubera, we, igihe cose habaye umurongo w'abagiye gu—guhamba mu nzira, umugore niwe yabiteye. Igihe cose uruyoya ruvugije induru, umugore ni we yabiyeye. Igihe cose umuntu apfuye, umugore ni we yabiteye. Imvi zose, umugore ni we yaziteye. Ibintu vyose, n'urupfu, umugore ni we yabiteye. Ibintu vyose bitari vyo, umugore ni we yabiteye. Hanyuma bakamushira ku mutwe w'ishengero, nk'umwungere, oo, umwepisikopi rimwe na rimwe. Arateye isoni.

148 Ubu rero reka ndabahindukirize, ku kindi, mu munota umwe gusa. Murabona? Reka tuzingurure mu b'i Korinto ba Mbere 14:32 hariya, turabe ivyo Paulo avuga ngaha, maze duce tuja ku bindi, mu kanya gatoya gusa. Rero ntidushaka kubatevya cane, ku buryo mwohava muruha cane mu gitondo ntimushobore kugaruka. Ni vyiza. Nshaka gusoma. Ni bangahe bizera ko Paulo yari umwigisha yahumekewe? Rero, mwibuke, ibi Paulo yaravyandikiye Timoteyo na we nyene. Murabona? Dufate rero, Ab'i Korinto ba Mbere 14:32. Reka dutangurire hano nyene, dutangurire gusoma hano, 14:34, ndibaza.

*Abagore bacereze mw'ishengero: . . .*

149 Mwumvise ivyo yavuze?

*Abagore bacereze mw'ishengero, kuko batemererwa kuvuga. Ariko baganzwe, . . .*

150 Mwoba mufise indangamajambo kuri ivyo? Nimba muyifise, nimusubire inyuma murabe ko itabarungika mw'Itanguriro 3:16. Igihe Imana Yabarira Eva, kuko yumvirije inzoka aho kumviriza umugabo wiwe, ko umugabo azomuganza imisi yose yo kubaho kwiwe. Ni gute umugore yoza akaganza umugabo, akaba umwungere canke umudiyakoni, mu gihe Bibiliya ivuga ngo "aganzwe," nka kurya nyene vyari mu ntango? Igihe Yari . . .

Imana—Imana Ntishobora guhinduka. Ntushobora gutuma Ijambo rivuga ikintu kimwe *hano* n'ikindi *hano*. Ntiribikora. Ni ca kintu kimwe nyene igihe cose.

151 Rero, mu ntango, aho ni ho, imbere y'uko ibi bihera, hamwe noronka amahirwe, ndashaka kubigorora neza kuri mwebwe mu butumwa *Ukwabirana N'Ukwahukana*. Sindigera ndabikora muri iri shengero. Ariko murabe aya masezerano abiri. Umwe ati ashobora kurongorwa; uwundi ati ntibashobora kwubakana; uwu nawe akavuga *iki*, *kirya*, canke *ikindi*. Rindira gatoya tuzoraba ico Bibiliya Ivuga, nitwabishikira. Murabona? Ni vyiza. Ubu rero nimwitegereze hano.

> *Abagore bacereze mu mashengero:*. . .*kuko batemererwa kuvuga; Ariko baganzwe, nk'uko ivyagezwe bivuga.*

152 Rero, mw'Isezerano rya Kera, ntibari bemerewe kuvuga, kuko Paulo yavuze ng'aha ko batari bavyemerewe. Si vyo? "Abagore bacereze. Ni ukugamburuka." Rero nimwaraba indangamajambo yanyu ng'aho, bica bigusubiza mw'Itanguriro 3:16. Murabona? Ni vyiza. "Musi, co kimwe no musi y'ivyagezewe."

> *Kandi nihagira*. . .*ico bagomba kwiga,* ba. . . *babarize—babarize abagabo babo*. . .*i muhra: kuko biteye isoni ko* umugore *avuga mw'ishengero.*
>
> *Mbega?*. . .

153 Rero nimurabe ako kabaza kari muri Bibiliya zanyu zose, kuri iyo: "Mbega?" Ni igiki catumye Paulo avuga ivyo no kubigira gutyo? Rero, nivyashika mukaronka ivyete Ab'i Korinto bandikiye Paulo. Murashobora kubironka mu bubiko bw'ibitabu bwiza ubwo ari bwo bwose, murabona, ivyo ab'i Korinto bandikiye Paulo. Baramwandikiye baramubwira, ko bijanye n'abo bagore bakijijwe. . .Bari bafise i—imanakazi imwe hariya, yitwa "Diyana." Kandi yari n'iya Efeso, na ho. N'ab'i Korinto basenga iyo nyene, kuko kwari ugusenga kwa gibapagani. Hanyuma babona ibuye mu gahinga umusi umwe, ryari rimeze nk'ishusho y'umugore. Baca bavuga bati, "Imana ni umugore, kandi yadukororeye ishusho yayo." N'urusengero rw'iyo mana rwararuta kure n'iyo urusengero rwa Salomo, ni ko abahinga mu vya kahise bavuga. Oo, hose yari amabuye yitwa marimari, yometsweko inzahabu; ariko, urusengero rwa Salomo rwari rwubakishije amasederi, yometsweko inzahabu. Murabona? Kandi rwarararuta kure n'iyo. Rero, namba Imana yari u—umugore, ata nkeka, yari gushobora kugira abaherezi b'abagore. Nkako, nimba Imana ari umugore, aho rero uwo muvugabutumwa w'umugore ari mu kuri. Ariko, Imana ni Umugabo. Bibiliya Ivuga ko Ari Umugabo, kandi Ni Umugabo. Murabona? Kandi nimba Imana yari Umugabo, rero akwiriye kuba umugabo.

Nimurabe rero ng'aha, "Mbega?"

154 Rero, bamwe muri abo baherezi b'abagore, igihe bava mu vy'igipagani bakaja mu vya Gikristo, biyumvira ko boshobora kuguma bafise ibango ryabo ry'ivugabutumwa, bakaza gusa hariya. Nimba baravuga ubutumwa hariya ku vya Diyana, bakaza gusa hano bakavuga ubutumwa ku vya Kristo.

155 Yavuze ati: "Mbega? Ijambo ry'Imana ryandurutse..." Nimwumvirize gusa Ibi. Mwene Data, ni gute abakozi b'Imana bashobora gukora ivyo? Umurongo wa 36.

> *Mbega? kuri mwebwe ni ho ijambo ry'Imana ryandurutse? Canke ryashitse kuri mwebwe mwenyene?*
>
> *Nihagira umuntu* yiyumvira *ko ari uwuvugishwa n'Imana, canke ko ari uwo impwemu* (ntibinakenewe mbere ko arinda kuba umuvugishwa; umuntu yiyumvira ivy'impwemu gusa), *amenye ivyo ndabandikiye yuko ari icagezwe c'Umwami wacu.* (Ivyo muravyizeye?)
>
> *Ariko namba* we, *namba hari umuntu atabimenye, ntakabimenye.*

156 Rero, ivyo sinobigaragaza kuruta aho. Murabona? Yavuze ati, "Umuntu niyaba ari umuntu w'impwemu, canke uwuvugishwa n'Imana, azomenye ivyo ndabandikiye yuko ari Icagezwe c'Umwami Wacu." Ariko avuga ati: "Nimba we—nimba we azoba ari uwutabimenye, ntakabimenye." Murabona? Ni co kintu conyene ushobora gukora. Nimba bashaka kubandanya muri ivyo, n'ukubareka gusa bakigira, kuko yabonye bitangurira aho.

157 Umugore umwe yarambariye, yagize ati: "Oo, Paulo yari umutama yanka abagore gusa."

158 Ntiyari umuntu yanka abagore. Murazi, Paulo niwe yari intumwa, kandi kw'Ishengero ry'Abanyamahanga. Murabe ng'aha. Mwari muzi yuko Paulo...Ni bangahe bizera ko ivyo ari vyo Paulo yigishije? Mbega ivyo ni vyo ya—yavuze ng'aha? Kandi Paulo yavuze...

159 Muravuga muti, "Emwe, rindira umunota umwe ubu, Mwene Data Branham. Umunota umwe gusa! Rero, umwepisikopi wacu avuga yuko ari vyiza. Umugenduzi mukuru, Amakoraniro, avuga ko ataco bitwaye. Umwepisikopi w'Abanyabumwe avuga ko ataco bitwaye."

160 Ivyo bavuga ntaco bimbariye. Ni ikinyoma! Kandi narababwiye ko tuzokwinjiye muri ivyo bintu cane. Ni abavugishwa b'ikinyoma bavuga gutyo. Kuko Bibiliya ivuga ngo: "Nihagira umuntu yiyumvira ko ari uw'impwemu, canke uwuvugishwa n'Imana, amenye ivyo ndabandikiye yuko ari Icagezwe c'Umwami Wacu." Kandi nimba impwemu yiwe idashingira intahe iryo Jambo, ni umuvugishwa w'ikinyoma,

kuva mu ntango. Nopfuma mba uwanka abagore hako mba umukunzi w'abagore, kugendera mu bintu nk'ivyo, kwihanganira ibintu nk'ivyo mw'Ishengero ry'Imana, biteye kubiri n'amategeko y'Imana. Kandi Paulo yavuze. . . Nimufate Ab'i Galatiya 1:8. Paulo yavuze ati: "Naho yoba Umumarayika avuye mw'Ijuru ababarira ubutumwa bunyuranye n'ubwo nababariye, arakavumwa." None Ivyo uzobikoza iki?

161 Rero muravuga muti: "Bimeze gute hamwe Havuga ngo, 'Abahungu banyu n'abakobwa banyu bazovugishwa,' muri Yoweli, na—na hamwe Petero yabisubiyemwo ku Munsi wa Pentekote?" Ivyo ni vyo neza na neza.

162 Mwari muzi ko, mw'Isezerano rya Kera, uburyo bumwe gusa, uburyo bumwe bwonyene, bw'uko umuntu uwo ari we wese ashobora kwinjira mw'isezerano, vyaca, kuri. . . . Aburahamu ni we yari yarahawe isezerano, kandi—kandi ikimenyetso c'isezerano cari mu gukebwa. Ni bangahe babizi? Yari Imana Ivyemeza.

163 Nka mwene Data umwe w'Umubatista, yavuze ati: "Mwene Data Branham, erega, twebwe Ababatista twarahawe Mpwemu Yera."

Nca mvuga nti, "None mwaMuronse ryari?"

Ati, "Igihe twizera."

164 Nca mvuga nti, "Paulo yavuze ati: 'Mbega mwarahawe Mpwemu Yera kuva mwizeye?'" Murabona? Mvuga nti: "Rero, mwebwe Ababatista muze muMuronkeko, maze tuzoheza tuvugane namwe ku bijanye n'umutekano w'Ibihe Bidashira." Navuze nti: "Ariko, none, muMukura hehe gutyo?" Murabona?

165 Yavuze ati: "Mbega mwaraMuhawe *kuva* mwizeye?" Bari abizera, kandi bafise kuvuza induru n'umunezero n'ibindi vyose. Ntibari bwaronke Mpwemu Yera. Paulo yavuze ko ataWe bari bafise. Murabona? "Mwarahawe Mpwemu Yera kuva mwizeye?"

Bati, "Ntitwari bwanavyumve ko Mpwemu Yera Yatanzwe."

Ati, "None mwabatijwe umubatizo ki?"

166 Bavuga bati, "Twarabatijwe." Ariko, ukutari kwo, murabona. Rero yategerezwa kubatizwa, ubugira kandi. Ni vyiza.

167 None rero murabe iki, ko abo bagore b'abavugabutumwa, igihe baza, biyumvira ko bari gukoresha ukuganza kwabo. Ariko ntivyemewe namba n'Imana gukora uko. Kandi reka. . . mu gihe nyene turi kuri iki cigwa hano, aba bagore, murabona. Kandi, rero, yavuze ati: "Nihaba muri mwebwe umuntu w'impwemu, cank'uwuvugishwa n'Imana, amenye ivyo ndabandikiye yuko ari Icagezwe c'Umwami wacu. Ariko namba atabimenye, ntakabimenye." Kandi ni co gituma. . . iri hema ntirihagarara ngo rishireho abagore b'abavugabutumwa, abagore b'abadiyakoni, canke ikintu cose umugore yokora

nk'ibango ry'iri shengero, ni kubera ko iki Canditswe kiri hano kandi kiragaragara.

168 Rero, Bibiliya Ivuga Iti, "Abahungu n'abakobwa banyu bazovugishwa." None, ijambo *kuvugishwa* risobanura iki? Mubirabe. Ni "kuvuga ikintu, mu guhumekerwa," canke "kuvuga ikintu imbere y'igihe." Ni ijambo ririmwo menshi.

169 Nka kurya nyene *kweza* bisobanura "gusukurwa, no gushirwa ku ruhande kubw'igikorwa." Murabona? Canke, ni ijambo ririmwo menshi, risobanura ibintu birenze kimwe, nk'uko dufise menshi cane mu Congereza hano.

170 Nka kurya, twovuga ijambo "board." None *board* ryoba risobanura iki? Uvuga ngo: "Ego cane, ashaka kuvuga ko yarishe *board* [inzu—Umus.] yiwe." "Oya, haba na mba. Yashaka kuvuga ko [yatoboye] *bored* umwobo." "Oya, haba na mba. Yashaka kuvuga ko [yamurambiye] *bored*." Canke, murabona, ijambo rimwe gusa, utegerezwa kumenya ico uriko uravuga. Murabona?

171 Kandi ni ko biri n'iri jambo ririmwo menshi, aho: "Abahungu banyu n'abakobwa banyu bazovugishwa n'Imana." Rero, uburyo bwonyene Imana . . .

172 Uwo mu Batista yavuze ati, "Erega, twararonse Mpwemu Yera." Nca mvuga . . . "Rero igihe twavyizera." Nca mvuga . . . Rero, murabona, we yavuze ati: "Imana Yahaye Aburahamu . . . " Avuga ati: "Aburahamu yizeye Imana." Ukwo ni ko yabivuze. Yavuze ati: "Aburahamu yizeye Imana Ibimuharurako nk'ukugororoka." Ni bangahe bazi ko ivyo ari ukuri? Rero mwitegereze ukuntu—ukuntu Satani ashobora kubitamika mwene Data vyoroshe. Murabona, biroroshe cane. Rero, ico ni Icanditswe.

173 Mwene Data, ndakubwiye, aha hejuru kuri iki, ukwiye kuba wasizwe imbere y'uko winjira aha. Ukwiye kubanza kwinjira ahantu mu mwiherero ugasenga. Abantu bavuga bati: "None ni kuki udasohoka ngo uje kuraba abantu?" Mwene data, nimba ushaka kuvugana n'abantu canke kubigisha, vyoba vyiza wigumaniye n'Imana, umwanya mutoyi, imbere y'uko uja kuri kino gicaniro. Ata nkeka, murabona, kuko Satani ari umunyamayeri, umunyamayeri cane.

174 Yavuze rero, mwihweze, yavuze ati: "Aburahamu yizeye Imana, bimuharurwako nk'ukugororoka." Ni vyo. Avuga ati: "None, ni igiki kindi Aburahamu yashobora gukora atari ukwizera?"

Nca mvuga nti, "Ni co conyene yashobora gukora."

175 Aca avuga ati: "Ni ikihe kiruta ivyo wokora canke uwundi wese yokora atari ukwizera?"

176 Nca mvuga nti, "Ni vyo vyonyene dushobora gukora. Ariko raba, mwene Data, aho Imana Yahuje, canke Yemeye ukwizera kwa Aburahamu. Yamuhaye ikidodo, ikimenyetso c'ugukebwa,

nk'ikidodo c'isezerano. Murabona? Yarakimuhaye. Yavuze Iti: 'Ubu rero, Aburahamu, ndemera ukwizera kwawe, kubw'ivyo ubu ngomba ndaguhe ikimenyetso c'uko Nakwakiriye.'"

177 Ica Irakeba Aburahamu, kandi ico cari ikidodo c'isezerano. None rero muri iki gihe. . . Rero, umugore ntiyashobora kuba muri iryo sezerano; kiretse umugore yubatse gusa. Nimubirabe, ntibashobora gukeba umugore; kubw'ivyo, bategerezwa gushirwamwo, rero we n'umugabo wiwe ni umwe. Ntibaba bakiri babiri; ni umwe. Ni bangahe babizi? Ivyanditswe ni ko bivuga. Rero, kuba yubatse, aho rero aca—aca aba umwe. Bandanya umanuka hano urabe hano muri Timoteyo, yavuze nk'ivyo nyene, ati: "Yamara azokizwa kubwo ukuvyara, niyashishikara kwizera no kwezwa bifatanye no kwitonda."

178 Rero, ariko, aho, ugukebwa kwo mw'Isezerano rya Kera kwari ukwo mu mubiri, ariko muri rino Sezerano Rishasha, Yoweli yavuze ati: "Nzosuka Mpwemu WaNje ku bari n'umubiri bose, abahungu banyu n'abakobwa banyu bazovugishwa naNje." Rero, ijambo *kuvugishwa* ntirisobanura kwigisha. *Ubuvugishwa* bisobanura mwo kimwe "kuvuga ivyabaye, mu guhumekerwa," canke "kuvuga imbere y'igihe ikintu cimirije gushika." Kandi turazi ko hariho abavugishwakazi mw'Isezerano rya Kera. Nta na rimwe bashobora kuvuga mu nyubakwa, kuvuga mw'ishengero, mw'ikoraniro, nk'umwigisha. Ariko wa mugore, Ana, n'abagore benshi mu rusengero, bari abavugishwakazi, kandi bari. . . Miriyamu yari umuvugishwakazi, canke ikintu nk'ico. Yari afise Mpwemu kuri we, ivyo ni ukuri, ariko yari afise akarimbi. Abagore barashobora kuba abavugishwakazi muri iki gihe, neza cane; ariko atari abigisha, n'ibindi, inyuma y'iki gicaniro hano. Mubikoze, muba mutumye—mutumye Bibiliya Yivuguruza. Bibiliya ntishobora kuvuga ikintu kimwe *hano*, n'ikindi *hano*. Itegerezwa kuvuga ikintu kimwe igihe cose canke naho ntiYoba Ari Ijambo ry'Imana. Murabona? Rero, "Abahungu banyu n'abakobwa banyu bazovugishwa," bisigura ko "bazovuga ibitaraba" canke "bashinge intahe." Rero, murabe ivyo, muce murondera kazinduzi ya Bibiliya murabe nimba ivyo atari vyo. "Abahungu banyu n'abakobwa banyu bazovugishwa."

179 Rero, Bibiliya Iravuga kandi ivyerekeye umugore yigira nk'uko ari we, rero, canke akavuga ko ari we. . . Ivyo vyokora kandi kw'Ishengero Gatolika, kandi vyokora no kuri. . . kuri iki cigwa tugiye kuvugako ubu. Reka tuzingurure mu Gitabu ca—c'Ivyahishuriwe Yohana, duce dufata hafi i—igice ca 2 n'umurongo wa 20, mu gihe nyene turi hafi y'aho, kugira ngo mubone hano murabe gusa ingene ico kintu gishobora kuba ari ica satani, havuga ku bizoshika muri iyi minsi y'iherezo, ingene ivyo. . . uko uwo mugore yobaye ari. Mwibuke, ishengero Gatolika ni umugore. Duhejeje kubisoma, si vyo? Umviriza ibi, ingene Bivuga. Ivyahishuriwe Yohana 2:20: "Yamara. . . " Abwira iri shengero ry'i Tuwatira, murabona, "Yamara. . . " Iryo

ni rya shengero ry'imyaka yo hagati hariya, ryaca mu Bihe vy'Umwiza.

> Yamara rero *mfise ico ndakugayako, yuko ukundira urya mugore Yezebeli, yiyita uwuvugishwa n'Imana, akigisha*...akaganza *abagurano banje, kugira ngo bashakane barye ivyaterekerejwe ibigirwamana.* (Murabona?)

180 Rero, nimwaba mwigeze kubibona, nimurabe ibi bihe vy'ishengero, duca duheza. Hanyuma mu gitondo tuzoca dufata ivyo bindi. Itegereze. Mu...Twisunze vya—vya biterekwako amatara vy'inzahabu vya rya hema ry'Abayuda, imbere, ahari imitsima yagenewe gushikanwa n'ibindi, hariho ibiterekwako amatara vy'inzahabu indwi. Ivyo mwese murabizi. Murabona? Hariho ibihe vy'ishengero indwi. Ivyo bivuga ku bihe vy'ishengero indwi, umuco. Rero muravye mu Vyahishuriwe Yohana 1, turabona Yesu Ahagaze mu hagati mu bihe ndwi vy'ishengero, mu biterekwako amatara indwi vy'inzahabu, igihe yahindukira akabona Umwe Ameze nk'Umwana w'umuntu, Ahagaze, Yambaye uko yari. Yari Umugeni yari ahagaze mu biterekwako amatara, aserukiwe.

181 Rero, mw'Isezerano rya Kera, bafata i...iri tara rimwe, bakaridomeka, bagafata irindi tara bakaridomekesha iryo, naryo bakaridomekesha irindi, naryo bakaridomekesha irindi, gutyo gutyo, gushika bakije ivyo biterekwako amatara indwi vyose.

182 Muravye neza, mu ntango, igihe Imana Yatangura gukorana n'Abayuda, bagaca mu gihe c'inzahabu. Hanyuma rero igihe c'umwiza kuruta ibindi vyose c'imigenderanire y'Abayuda, Imana Yagiranye n'Abayuda, cari ku ngoma ya Ahabu. Kandi muravye neza, mu gusoma ivyo bihe vy'ishengero ng'aho, Ica Isubira kuri vyo kandi. Yavuze Iti, "Harabayeho ibintu bimwe," Ica Ivuga...Rero, aho ni neza na neza muri ico Gihe c'Umwiza, imyaka igihumbi n'amajana atanu hariya, canke mu gihe ca Ahabu, ubwa mbere, n'ic'Abayuda. Igihe c'umwiza kuruta ibindi bagize, ni igihe Ahabu yabira Yezebeli akazana ugusenga ibigirwamana muri Isirayeli, maze atuma abantu bose basenga ivya Ahabu...ivy'imana ya Yezebeli. Muribuka, bafashe, bashizeho inkingi z'ibigirwamana, bakuraho ibicaniro vy'Imana. Maze Elisa arasemerera ko yari "we wenyene," ariko Imana yari ifise amajana indwi batigeze bapfukamira Bayali. Ivyo muravyibuka? Ico ni co kigereranyo c'iryo Shengero ryatoranijwe ririko rirasohoka. Murabona aho? Murabona ingene bimeze?

183 Rero, muri iri shengero, muravye iri shengero rya mbere, ishengero rya mbere, ishengero rya Efeso, ryari ishengero rihambaye. Yavuze Ati, "Uracafise umuco." Kandi muravye, ishengero ryose, umuco waryo watanguye kugenda ugabanuka,

ugabanuka, ugabanuka, gushika rishitse i Tuwatira. Hanyuma, haba imyaka igihumbi n'amajana atanu. Hanyuma Aca Aserukira kuri ruriya rundi ruhande, "Kandi ufise umuco mukeya gusa. Komeza ivyo ufise, kugira ngo igiterekwako itara cawe ntigikurweho." Nuko birabandanya gushika mu gihe c'ishengero rya Filadelufiya, hanyuma vyinjira mu gihe c'ishengero rya Lawodikiya.

184 Rero, ng'aha hari ubwiza. Oo, bagenzi! Ndikundira ivyo, mwene Data Smith. Murabona, itegereze ibi. Rero, muri *iki* gihe c'ishengero, nk'uko twabiceyeko. . . Ubu rero nimwitegereze ibi. Igihe c'ishengero ca mbere cari Efeso, igihe c'ishengero rya Efeso. Rero, kimwe cose muri ivyo bihe vy'ishengero, gushika aho bishikira iyi myaka igihumbi n'amajana atanu, namba muja kubibona. . . Mubisome rero nimwaja muhira uyu mugoroba, nimwaba mufise umwanya, canke kare mu gitondo, imbere yuko muza ku rusengero, mu gice ca 1, ica 2 n'ica 3 c'Ivyahishuriwe Yohana. Muraja kubona, kimwe cose muri ivyo bihe vy'ishengero, Yavuze Ati, "Ufise ubushobozi, kandi ntiwihakanye Izina ryaNje," kugeza aho Ashika kuri iyi myaka igihumbi n'amajana atanu y'i Tuwatira, Igihe c'Umwiza. Rero Yaciye Aserukira ku rundi ruhande, Aca Avuga Ati:

> . . . *uvugwa ko uri muzima, ariko uri uwapfuye.*

185 Kandi ivyo, nta na kimwe muri ivyo bindi bihe vy'ishengero, caba ico canke igihe c'ishengero rya Filadelufiya, ntivyigeze bisubira gutora iryo Zina. Ntivyigeze bironka iryo Zina, kuko ryagiye muri iki gihe. Rero, oo, ingene twoshobora kubishira kuri izo nyigisho z'ikinyoma ubu, ng'aho nyene, tukabereka ko ari nyina, ishengero Gatolika, nyina w'ivyo vyose, ingene ari "nyina, Babuloni y'akabanga." Kandi ivyo ni, rabe, iki gihe c'ishengero hano igihe ryasohoka, ryari rifise umuco mutoyi, hanyuma rigenda rizimangana, rizimangana, hanyuma ryinjira mw'idini ng'aha, iyi myaka igihumbi n'amajana atanu. Risubira guseruka, atari nk'Ishengero ry'Umwami Yesu Kristo, ariko nk'ishengero Gatolika. None Luther yavuyemwo iki? Ishengero ry'Abaluteriyano. Ababatista bavuyemwo iki? Ishengero ry'Ababatista. Atari Izina ryiWe, si Izina ryiWe; irindi zina, "uvugwa." "Kuko ata rindi zina munsi y'Ijuru woshobora gukirizwamwo, atari Izina rya Yesu Kristo gusa." "Uvugwa ko uri muzima, ariko uri uwapfuye," kubw'iryo dini.

186 "Oo, ndi Umuperesibiteriyano," kandi warapfuye! "Oo, ndi Umubatista," kandi warapfuye! Uba muzima gusa iyo uje kubera muzima muri Kristo Yesu. Ni vyo. Imibatizo yanyu y'ibinyoma, umubatizo wo mumazi wanyu w'ikinyoma; kumijagira, gusukako, aho kwibiza; gukoresha "Data, Umwana, na Mpwemu Yera," mu gishingo c'Izina ry'Umwami Yesu Kristo. Ivyo bintu vyose vy'ikinyoma bigenda bibandanya, kandi Bibiliya Ivuga, nk'aho bigendagenda vyisuka uko bishoboka. Kandi ng'aha turihanganira neza kugendana na vyo, "Erega,

ishengero ryanje riVyizera *uku*." Ariko Bibiliya ivuga *Ibi*. Murabona? Nta bintu nk'ivyo. Nta kintu nk'ico kihari.

187 Kandi nta hantu na hamwe muri Bibiliya bigeze basohora ururimi rwabo ngo bafate Ukaristiya nyeranda, umupatiri na we akanywa umuvinyu hanyuma akavyita Mpwemu Yera. Nta na rimwe muri Bibiliya bigeze bahana amaboko no gutanga ukuboko kwo gufatanya, bakavyita Mpwemu Yera. Nta n'umwe yigeze ahaguruka ngo avuge ati: "Ubu ndi uwizera," agaca aronka Mpwemu Yera. Iyo biba ari uko, ng'uku uko Ivyakozwe n'intumwa 2 vyobwirijwe gusomwa: "Umusi wa Pentekote ushitse, haza padiri w'Umuroma, yari afise idebure rihindukirije inyuma. Araza, ati: 'Mwese musohore ururimi rwanyu ubu mufate Ukaristiya nyeranda, isangira rya mbere.'" Mbega ubwo ntibwobaye ari bwo buryo kanaka bwo gusoma Ivyakozwe n'intumwa 2?

188 Rero, mwebwe Abaporoti mumeze nabi nk'uko nyene. Kugaruka mukavuga muti: "Ubu tuzoza kuri mwebwe Abametodiste; tubashiremwo mu kubaha ukuboko, canke, mukubaha ukuboko kwo gufatanya, duce tubagerageza amezi atandatu". Ni hehe musoma ivyo mu Vyakozwe n'Intumwa 2? Murabona? Mubikura hehe? Murabona?

189 Havuga ngo: " Igihe bose bari bakoraniye ahantu hamwe, bahuje umutima n'inama!" Nta mwepisikopi yigeze aza ngo akore *ibi*, kandi nta padiri yigeze aza ngo akore *ibi*. "Ariko haza igihinda kivuye mw'Ijuru nk'uguhinda kw'umuyaga w'inkomezi, Wuzura hose mu nzu bicayemwo." Ng'uko uko baMuronse, ego, mugenzi, nk'uguhuhuta kw'umuyaga w'inkomezi uvuye mu Bwiza. Atari hariya mw'ibarabara canke mw'idini rinaka.

. . .*uvugwa ko* ubayeho, ariko uri *uwapfuye*.

190 Murabona, za nemera zanyu n'amadini yanyu vyahejeje Imana kure gutyo, gushika aho: "Twizera *ibi*, kandi twizera ko iminsi y'ibitangaza yarenganye." Umuvugishwa w'ikinyoma ni we avuga ivyo. Umuvugishwa w'ikinyoma ni we akubwira yuko: "Ushobora guhana ukuboko hanyuma ukaronka Mpwemu Yera." Umuvugishwa w'ikinyoma ni we akubwira ngo: "Uronka Mpwemu Yera iyo wizeye." Umuvugishwa w'ikinyoma ni we akubwira ngo: "Mukwiye gusukwakwo no kumijagirwako amazi aho kubatizwa." Umuvugishwa w'ikinyoma ni we akubwira "kubatizwa mw'Izina rya Data, Umwana, na Mpwemu Yera," aho ata Canditswe na kimwe kibivuga muri Bibiliya. Ni vyo. Nta Canditswe muri Bibiliya kikubwira ngo ubatizwe, aho umuntu n'umwe yigeze kubatizwa, atari mw'Izina rya Yesu Kristo gusa. Uretse abigishwa ba Yohana; kandi vyabaye ngombwa ko baza, bagasubira kubatizwa, mw'Izina ry'Umwami Yesu Kristo, kugira baronke Mpwemu Yera. Ni vyo. Rero, iyo si inyigisho ya ba Yesu Wenyene. Ndazi inyigisho za ba Yesu Wenyene. Si iyo. Iyi ni Inyigisho ya Bibiliya ubwayo. Ni vyo.

191 Ariko ng'ivyo. None wewe ubikoresha iki? Ng'uwo mama wanyu. Ng'uwo nyina w'izo nyigisho.

192 Rero, nimurabe muri Bibiliya muheze mumbwire aho hari umuntu n'umwe yigeze kumijagirwa. Abametodiste, Abaperesibiteriyano, Abagatolika, mumbwire aho umuntu n'umwe yigeze gumijagirwa, muri Bibiliya. Mbwira aho hari n'umwe yigeze asukwako amazi, muri Bibiliya, kubwo guharirwa ivyaha. Muherekane. Mwoshobora kuharonka? Nimwaharonka, muce muza iwanje, nanje nzogenda muri iri barabara mfise icapa ku mugongo, kivuga giti: "Umuvugishwa w'ikinyoma! Narihenze." Canke, mutore ahantu na hamwe muri Bibiliya yose aho hari umuntu n'umwe yigeze kubatizwa mw'Izina rya Data, Umwana, na Mpwemu Yera, uburyo mirongo umunani kw'ijana muri mwebwe mwabatijwe. Mundonderere Icanditswe kimwe aho hari umuntu n'umwe yigeze kubatizwa muri ubwo buryo, nanje nzoca nshira icapa ku mugongo wanje: "umuvugishwa w'ikinyoma," nce ngenda mw'ibarabara ndacambaye nk'*uku*. Kandi nimunyereka aho hari umuntu n'umwe yigeze kubatizwa, mw'Ishengero rishasha, atabwirijwe kuza ngo asubire kubatizwa, mu. . .atari mw'izina rya "Yesu" gusa, ariko mw'Izina ry'Umwami wacu Yesu Kristo. Ni vyo. Murabe namba atari vyo.

193 None, ng'aha, ni ibiki? Yari nyina wa ba maraya. Ni igiki camugize maraya? Ni igiki camugize maraya? Inyigisho ziwe! Ni igiki cabagize ba maraya? Inyigisho ziwe!

194 Kandi ni co gituma tutihanganira amadini yabo n'inyigisho zabo. Tuguma turi abatanduye hamwe n'iyi Bibiliya. Sinzi aho mugeza mu kubaho ubuzima buhuye na Yo, ariko muraYigishwa, uko biri kwose. Ni vyo. Ni ahanyu. Sinshobora kubahatira kubaho ubuzima bwaYo. Nshobora kubabwira gusa Ukuri uko ari kwo. Ni co gituma twebwe tutari idini. Sino—sinokwipfuza ko twihumanya ngo twinjire mu bintu nk'ivyo, no mu gutegerezwa kwibohera mu bwoko bunaka bw'inyigisho. Nopfuma njana n'inkehwa z'Umwami zikengeretse. Nohitamwo kuguma ndi uwutanduye kandi ntagira agasembwa imbere y'Ijambo n'Imana, ngahagarara aho mvuga nti: "Nta maraso y'umuntu ari ku mpuzu yanje." Ni co gituma tuguma mw'Ihema rya Branham. Ni co gituma tutari Abanyamakoraniro. Ni co gituma tutari Abanyabumwe. Ni co gituma tutari ba Yesu Wenyene. Ni co gituma tutari Abametodiste. Ni co gituma tutari Ababatista. I—ihema ritoya gusa ng'aha. Ntidufise idini na rimwe. Turidegemvya, muri Kristo. Ng'ico igituma tuguma uko turi. Kandi Imana Yaraduhezagiye, Imana Iradufasha.

195 Rero, turashobora kubabwira igituma tugira isangira, turababwira igituma tugira ukwozanya ibirenge, igituma tutareka ngo abanywanyi bafate isangira iyo tuzi yuko bari mu caha. Ni co gituma, muri izi ndwi zibiri canke zitatu ziheze, nava ku munywanyi nja ku wundi, aho mwari mwatanguye kugira

ukutumvikana gutoya na hano, naho. Ndiko ndagendagenda, umwe ntiyashobora kuvugana n'uwundi, umwe yararengana uwundi mu nzira agahindukiza umutwe. Murateye isoni, mwebwe mwanywereye kuri ca gikombe c'Imana gihezagiwe ng'aha, imbere y'iki gicaniro hano, mukiyita bene Data na bashiki bacu, maze mu nyuma mukaja kuri terefone mugatangura kuvugana nabi. Ntimuba mubereye kwitwa Abakristo iyo muri uko. Ni vyo. Muje kure y'ayo materefone; nimba mudashobora kuvuga ivyiza ku muntu, ntimuvuge na gato. Mwibuke ko Imana Izobibaharurako. Igihe cose iyo mpwemu imeze uko iri muri wewe, urazi ko udatunganye ku Mana. Namba utiyumva . . .

196 Nimba umuntu ari mu makosa, genda iwe musubize hamwe. Nimba mudashobora gusubiza hamwe, fata umuntu umwe mujane. Ntibitangaje ko Imana Idashobora gushira ku murongo Ishengero ryaYo, kuko ntimuriko murabikora neza. Aho gufata terefone ukavuga ivy'uyu, ivyabaye, no kwirema uduceduce n'ibindi, hirya no hino nk'ukwo. Aho kugira ivyo, kuki utokora ivyo Bibiliya ivuga? Nimba hari mwene Data umwe yafatiwe mw'ikosa, genda aho ari urabe ko utoshobora gusubiza hamwe na we. "Emwe, rero, yarankoshereje!" Ivyo yoba yarakoze vyose, genda kuri we uko biri kwose! Ntibivugwa ko ari we aza kuri wewe. Wewe ja iyo ari nimba ari mw'ikosa. Uvuga uti, "Emwe, niwe yari mu makosa. Yari akwiye kuza kuri jewe." Ivyo si vyo Bibiliya Ivuga. Bibiliya Ivuga ko ari wewe ubwirizwa kuja kuri we. Nimba ari mw'ikosa, genda kuri we.

197 Hanyuma rero niyo atakwumviriza, uce ujana n'uwundi muntu, nk'icabona.

198 Hanyuma niyanka kwerekwa ico cabona, uraca uvuga uti: "Ubu rero nzobishikiriza umwungere wawe." Hanyuma umubwire, uti: "Nzobibwira ishengero, kandi mu minsi mirongo itatu uhereye ubu, nimba mwebwe bene Data mutazoba mwabitunganije . . . Uyu mwene Data hano aripfuza kwitatura. Wewe ntubishaka. Kandi nutabitunganya mu minsi mirongo itatu, none hazoca haba iki? Ntuzoba ukiri umwe muri twebwe."

199 Bibiliya ivuga ngo: "Niyanka kwumvira ishengero, kuri wewe azoba nk'umunyamahanga n'umutozakori." Murabona, igihe cose mwene Data ari munsi y'uburinzi bw'ishengero, Amaraso ya Kristo aramukingira. Ni co gituma tutabona ishengero rigenda nk'uko ryotegerejwe. Rero, ni vyo, *Iyi* ni Inyigisho y'Ababa- . . . y'ishengero ry'Ababatista, canke Ihema rya Branham hano, nimba muzobikora. Murabona, kuki hatoshobora . . .

200 Ufate hano, tuvuge, nk'akarorero, abagabo babiri, tuvuge Leo na jewe. Mbega uzobona jewe . . . Nkavuga nti: "Ego cane, ya—yarangiriye nabi." Ivyo ntaco bihindura. Ntegerezwa kuja kuri we. Ego cane, n'umunywanyi w'iri shengero. Ya—yahindutse

Umukristo. Yarafashe isangira hamwe nanje hano kuri arutari. Kandi twabatijwe mw'Izina ry'Umwami Yesu. Twitwaye neza, nk'abavukanyi, umwe imbere y'uwundi, hanyuma bukwi na bukwi haba ikintu kanaka.

201 Si uwo umuntu. Ku bice mirongo icenda kw'ijana ni umurwanizi aza kwitambika hagati y'abantu. Si abo abantu. Ni umurwanizi. Kandi igihe cose uretse umurwanizi agakora ivyo, uba uriko uragirira nabi mwene So. Ni vyo.

202 Rero, hari ikintu kitagenda neza hagati ya Leo na jewe; reka tugende tugitunganye. Kandi niwabona hari ikintu kinaka, ni inshingano yawe kuza kuri twebwe, ukavuga uti: "Mwebwe mwempi bahungu muze hano muhurire hamwe. Tugiye gutunganya iki kintu." Ubu, rero, niyashika aho, uja gusanga, rero, ni aho tugeze. Novuga nti, "Ego cane, ikintu ca mbere, nimba tu—tudashobora kwemeranya, rero muca muza kw'ishengero nk'uko."

203 Hanyuma igihe—igihe cose ataco ubikozeko, ariko, Amaraso ya Yesu Kristo aradukingira twempi. Murabona? Ariko rero iyo—iyo kanseri ya kera izorandagata ivyare iyindi kanseri, n'iyo kanseri ivyare iyindi kanseri, maze ico kintu cose kirware, hose, ishengero ryose. Hanyuma muca mushika ahantu aho iyo muje mw'ishengero, hazoba hakonje rwose, ku buryo bizosaba umusanzi w'urusengero kuza kubanza kumenagura urubura, imbere yuko ikoraniro rishobora kwinjira. Rero, murazi yuko ari yvo. Ubukonje! Umuntu aricara, murazi, ntavuge nyene ikintu na kimwe. "Emwe, twahora turi abantu ba mpwemu cane." None, vyagenze gute? Mwagenda neza, habaye ikibazo ki? Murabona, icaha canyu kirabatandukanya. Kandi Imana Izobibabaza, bene Data. Rero iki kintu nzokiroranya.

204 Nta kibazo kiri kuri jewe, nta kibazo kiri kuri Leo; ni umurwanizi yinjiye hagati yacu. Ni vyo. Muroranye ico kintu. Genda kuri we. Maze niyanka kwumva, canke nanje ninanka kwumva, uko vyogenda kwose, uce rero ubibwira ishengero. Niyaba ataje kwitatura n'iryo shengero mu minsi mirongo itatu, aho rero ntazoba akiri munsi y'uburinzi bwa Yesu. Turamubohora. Uko ni ukuri kutagabanije. Hanyuma muce muraba ibishika. Reka Imana Itange indero rero. Mwakuyeko amaboko yanyu. Mwarakoze ivyo mushoboye vyose. Reka rero Imana Imufate gatoyi; Izomuhereza umurwanizi. Ico gihe rero azoza. Natabigira, ubuzima bwiwe buzoba ubw'igihe gito gusa.

205 Muribuka muri Bibiliya, aho hari mwene Data atashaka kuroranya ibintu n'Imana? Ni bangahe bibuka ivyo bintu? Yabana na muka se, kandi ntibashobora kumushira ku murongo. Paulo aravuga ati: "Mumuhereze Satani, kugira ngo aranduke." Murabona, mu b'i Korinto ba Kabiri, yaragiye ku murongo.

206 Ndafise mwene Data, umugenzi mwiza, ndashaka hano kuvuga izina ryiwe, mwene Data w'umuvugabutumwa.

Kandi uwo mwene Data w'umuvugabutumwa ni Mwene Data Rasmussen. Benshi mu bakozi b'Imana mwicaye hano, uyu mugoroba, izina ryiwe riri mu binyamakuru vyanyu. Ni umwe atagira idini yegamiye ava muri Chicago. Kandi murabe. Yari afise umuhungu, umukozi w'Imana, aragenda arongora umukobwa w'Umugatolika, aca atangura gutyo. Kandi bari bagiye gukora *iki, ico,* n'*ikindi*, na—n'ivyo vyose; yaragize ingorane. Se wiwe aragenda aho ari, aramubwira ati: "Ubu rero raba, mwana, mbega uragomba kwitatura?"

Avuga ati, "Dawe . . . "

Yari yise ishengero ryabo umugwi w'aberanda bikumbagaza, se wiwe. Avuga ati: "Ubu rero, raba, mbega uriteguye gutunganya ico kintu n'iri shengero?"

207 Aca avuga ati: "Rero, papa, uri papa wanje, kandi sinshaka kugirana ingorane n'imwe nawe." Ni vyiza.

208 Yaragiye arondera umwe mu badiyakoni, aramanuka aja imuhira iwe. Avuga—avuga ati: "Wesley, ndashaka kuvugana nawe." Ati: "Mbega iki kintu uragomba kugitunganya n'ishengero?" Nawe aca amwishura inyishu ngufi y'amajambo abiri nk'uko. Aca avuga ati: "Wibuke, Wesley, ni jewe mwungere wa ririya shengero. Ndi so, ariko ngiye gukora ivyo Imana Ivuga ko nkora. Ndaguhaye iminsi mirongo itatu kugira ngo utunganye ivyo na ririya shengero, atari uko tuzoguca uve mu Nyonga z'Imana. Uri umwana wanje bwite; We ni Umucunguzi Wanje." Yavuze ati: "Ndagukunda. Kandi urazi ko ndagukunda, Wesley. N'ubu nyene nopfa ku bwawe. Ariko utegerezwa kwitwara neza n'Ijambo ry'Imana. Urabona?" Yavuze ati, "Ndi umupasitori. Ndi umwungere w'ubwo busho. Uba umwana wanje, canke uwundi uwo ari we wese, ubwirizwa kuja ku murongo n'Ijambo ry'Imana. Nutabikora, aho rero sinzoba mbereye kuba umwungere wiWe."

209 Muhungu, uwo ni umupasitori. Uwo ni umugabo. Mweho siko mwiyumvira? Uwo ni umugabo. Ni vyo yabwiye umuhungu wiwe. "Kandi vyaramubabaje," ni ko yavuze. Ariko ati: "Ni ibiki? Ni nde ushaka kubabaza, uwo muntu, canke ubabaze Umukiza Wawe? Rero," aca avuga ati, "hanyuma duca turagenda." Hanyuma avuga ati: "Yaranse kubikora. Kandi twa . . . Naciye ndabibwira ishengero."

210 Yavuze ati: "Umuhungu wanje bwite, Wesley, yanse kunyumva, muri iki kibazo. Yanse kwumva umudiyakoni. Kandi wewe uri icabona c'ivyo, Mwene Data *Naka*?"

"Ego, ndi icabona."

"Vyiza. Isaha umunani, ku munsi w'iyinga uza, mu ndwi zine uhereye ubu, niyaba atarabitunganya n'iri shengero, tuzohereza Wesley, umuhungu wanje, umurwanizi, kugira ngo umubiri wiwe uranduke. Amaraso yiWe, Amaraso ya . . . ya Yesu Kristo, n'iri shengero, ntibizosubira kumukingira."

211 Nuko nya mugoroba urashika. Yarahagaze kuri arutari, avuga ati: "Asigaranye iminota ibiri." Igihe kirashika. Avuga ati: "Ubu, nk'uko umuhungu wanje, Wesley Rasmussen . . . vyarabwiwe iri koraniro, na Wewe, Mana Mushoboravyose: Twarakoze ivyo dushoboye vyose, twisunze Amajambo yaWe n'amabwirizwa ya—y'Umwana WaWe Umukiza Wacu, Yadusigiye. Twebwe ubu, mpereje umuhungu wanje, turi kumwe n'iri shengero, duhereje uku- . . . Satani, kugira ngo umubiri wiwe uranduke, ubugingo bwiwe buzorokoke." Ni ivyo vyonyene vyavuzwe. Ntacakurikiye, mu ndwi imwe canke zibiri, kumbure ukwezi kumwe canke abiri.

212 Ijoro rimwe, Wesley yararwaye. Amaze kurwara, yaguma aremba. Yarahamagaye umuganga. Umuganga araza aramupima. Yari afise umuriro w'ibipimo mirongo ine n'inusu. Ntiyashobora gutora icabituma. Yagumye gusa aremba. Umuganga yavuze ati: "Muhungu, sinzi ivyagushikiye." Ntiyarazi ico yokora. Yavuze ati: "Turahamagara uwabinonosoye." Barahamagaye uwabinonosoye, uwo yabinonosoye aca araza. Baramujanye ku bitaro, baramupima, ibindi vyose. Araheza avuga ati: "Ntaco nshobora kubabwira. Uwu muhungu asa—asa gusa n'uwapfuye." Umugore wiwe ahagaze hariya, ariko ararira, ibintu vyose nk'ivyo. N'abana bahagaze bakikuje igitanda n'ahantu hose nk'ukwo. Yaciye avuga ati: "Ariko aracikana. Nta kindi." Agira ati: "Ugutera kw'umutima n'uguhema vyiwe, biriko bitera bigabanuka."

213 Aca avuga ati: "Hamagara papa." Oo, ego. N'uko bitegerezwa kugenda. Ni ivyo. "Hamagara papa." Nuko se yirukira hariya ku bitaro, anyaruka rwose, kumuraba. Aravuga ati: "Papa, sindabishobora ubu, ariko Imana Irumva amajambo yanje. Nzororanya vyose. Nzobiroranya. Ego, nzobikora." Ego, mushingantahe, mwene Data. Ubwo nyene, uguhema kwiwe kwaciye gutangura gusubira mu buryo.

214 Nuko ku musi w'iyinga wakurikiye, yari ahagaze imbere y'ishengero. Yavuze ati, "Naracumuye ku Mana, imbere y'iri shengero. Naranse kwumva amajambo y'umwungere. Na—naranse kwumva umudiyakoni hano." Araheza avuga ati: "Ndasaba iri shengero ngo rimbabarire ikibi nakoze gutyo." Ati: "Imana Yarazigamye ubuzima bwanje." Ndababwiye, ko yagiye ku murongo uko bitegerezwa. Ego. Ivyo ni vyo mubwirizwa gukora, murabona. Murabona? Mwebwe, iyaba mwabikora gusa mu buryo bw'Imana! Murabona?

215 Ubu, murabona, uburyo dukora, tugira inama y'urwego nshingwantwaro, tukavuga duti: "Rero, ubu, twoba dukwiye kuguma . . . " Simvuga iri hema, ariko mvuga twebwe Abaporoti. Tugira inama y'urwego nshingwantwaro, tugaca tugira duti: "Mbega Jones mumwiyumvirako iki? Mwiyumvira ko twomugira iki? Niyumvira ko yoba umunywanyi mwiza mu ba Metodiste kuruta uko ari iwacu." Ng'uko. Ivyo, si vyo. Ni co gituma

tutabwirizwa gukurikiza imigenzo yabo. N'umwepisikopi kanaka, dutegerezwa kumwita (uwo ari we wese...mbega mumwita igiki? umukuru w'akarere muri iri shengero rya Pentekoti? "umukurambere w'akarere")—bakamuhamagara ngo arabe inyifato y'uwo mugabo.

216 Bibiliya iratubwira ico twokora. Ni co gituma tutaja muri ivyo bintu vy'amadini yabo. Tuguma twidegemvya kuri ico kintu. Amen. Ntimwanshavuriye, sivyo? Ntimubikore. Vyiza. Nzoronka kumbure ibibazo vyiza cane ejo ku mugoroba. Ariko, yemwe, ni ukuri. Murabona? Mwibuke. Mumenye...

217 Mvuze ibi ubu. Mwebwe bantu muri hano mwavuye mu madini atandukanye, idini ryawe, kandi, mwene Data, sindiko ndavuga ko utari Umukristo. Simvuze ko idini ryanyu hatarimwo Abakristo b'igikundiro ibihumbi. Ndiko ngerageza kuvuga igituma twebwe tutari idini. Kuko, ivyo jewe sinzobishigikira. Oya, mushingantahe. Ata nkeka ntavyo nokora. Bagerageza kukubwira ivyo ukwiye gukora. Nimba Imana Yampamagariye kubarira abantu Ubutumwa Bwiza, rero ndaBuvuga uko Imana Ibimbwiye. Ivyo ni ko bimeze, uburyo vyanditswe hano muri iyi Bibiliya. Nimba bitajanye n'Iyi, rero ni co...Imana Izoncira urubanza kubera ivyo. Ariko hamwe no—hamwe no—hamwe nobona ibingira rije, canke umwansi aje, nkananirwa no kubaburira, aho rero Imana Irabimbaza. Ariko ninababurira, aho rero ni ahanyu. Murabona?

218 Mwibuke: "Mu minsi y'iherezo, hazoza ibihe bigoye, abantu bazoba bikunda gusa, birarira, bibona, batukana." Murabona, batukana, "Oo, urya mugwi w'ibijuju. Iminsi y'ibitangaza yararenganye. Nta kintu nk'ico kiriho." Ni umuvugishwa w'ikinyoma wa kera. "Rero, turazi ko abagore bacu bafise ubwenge nk'ubw'abagabo bacu bafise." Sindiko ndabihakana na gato, ariko Bibiliya y'Imana Ivuga ngo mumugumize kure y'ahavugirwa ubutumwa. Ivyo—ivyo birampagije, murabona. Ni vyo. Ni vyiza. Murabona?

Baraheza bakavuga ngo: "Erega, ubu, amadini yacu, dufise abantu beza benshi nk'abo mufise ng'aho kw'ihema." Sivyo mvuze na gato, ariko Bibiliya iracirako iteka amadini. Ni vyo. Kandi, rero, sindiko mvuga ko mudafise abanywanyi beza mw'ishengero ryanyu. Ivyo ni vyiza cane. Ni abantu beza. Bamwe mu bantu beza kuruta abandi, mpurira na bo muri yo yose, mu ba Gatolika n'ahandi hose. Muri yose, ndahurirayo n'abanywanyi beza.

219 Rero, uburyo tugiye kuvyerekana ubu, bagenzi, Umwami Abigomvye, muri izi nyigisho zibiri zikurikira, kumbure... Nzobamenyesha ejo mu gitondo nimba dutegerezwa gukorana ejo ku muhingamo canke ko tutazokorana, murabona, kugira ngo tubiheze. Impamvu turiko turagerageza kubikora, ndashaka kubishikana ahantu hamwe ubu. Rero, niwaba ushaka kuzanana

n'umuntu, urahawe ikaze cane ngo ubikore. Ariko wibuke ubu, ntu—ntugende ugerageza gusa kurondera amakosa. Uze ng'aha. . .Ndiko ndabwira gusa ikoraniro ryanje—ryanje, murabona. Ibi sindavyigisha hanze y'iri koraniro ryanje hano, kuko ivyo ni igikorwa c'uwundi muntu. Ivyo, we ni umwungere wa burya busho. Kandi—kandi gusa jewe ndi. . . [Agace atakiriko kuri bande—Umw.]

220 Ugiye gushika mw'Itanguriro, urashobora kubitora hose, ukabona aho biri. Rero turasubira kw'Itanguriro, kugira ngo turabe igituma umwana w'ikivyarwa atashobora kwinjira mw'ikoraniro ry'Uhoraho gushika ku runganwe rugira cumi na kane. Ingene vyafata. . .Vyatwara imyaka amajana ane kugira ngo ico caha kiveho. Ingene tuza kubona ukuntu ico—ico gicumuro c'abavyeyi cahanirwa abana n'abana babo, ingene vyahereye mw'Itanguriro, n'ibindi.

221 Namwe. . .hanyuma murabona ingene, umuntu asubiye inyuma, ingene Imana, imbere y'uko isi ishirwaho, imbere y'uko atome n'imwe iturika, hariya kera imbere y'uko hanabaho ikibuye c'umuco, Imana Yari Izi ikiremwa cose n'ikintu cose cobaye kw'isi. Hari n'umwe hano. . .Ntiwoshobora gusigura ico ijambo, no kurimenagura, no kuvuga ico ijambo "ubuziraherezo" risigura. Ni nk'iyo uregereye kamera yawe ku—ku buziraherezo. Gusa, ni kuva ng'aho gusa no kubandanya, nta kindi. Murabona? Ubuziraherezo! Kandi ntidushobora, mu vyiyumviro bifise iherezo, kwigera dutahura ico Ubwenge butagira iherezo bwoshobora kwiyumvira. Murabona, ivyo ntidushobora kubikora. Wewe, ntushobora kubikora. Murabona? Ariko niwaraba gusa, ukaguma muri Mpwemu, urashobora kuvyumva hariya kure. Kandi—kandi mugaruke hano mu Vyanditswe muzoca mubona rero, murabona, hariya imbere y'uko amatanguriro y'isi ashirwaho.

222 Rero, Bibiliya Ivuga yuko Yesu Kristo Yari Umwagazi w'Intama w'Imana. Umviriza rero neza cane, rero, nimba bamwe muri mwebwe mutazoba muhari ejo, kugira ngo mwumve aho biherera. Bibiliya Ivuga yuko Yesu Kristo Yari Umwagazi w'Intama w'Imana, Wishwe kuva amatanguriro y'isi ashirwaho. Niko biri? Yishwe ryari? Kuva kw'itanguriro. Iyo ni yo si, nimba ikozwe mu mugwi w'ama atome yamenetse, yakuwe ku zuba hariya, imbere y'uko riba ico riri. Hanyuma, imbere y'uko habaho atome n'imwe imenekera ubwa mbere mu zuba, nimba iki cari ikinyenyeri cavuye ku zuba, ivyo bikaba vyoba vyabaye imyaka imiriyaridi ijana z'imiriyaridi n'imiriyaridi n'imiriyaridi y'imyaka yaheze imbere y'uko habaho mbere n'ikibuye na kimwe c'umuco, Kristo Yari Yarishwe. Iyo ubwenge buhambaye bw'Imana bufashe ingingo ku kintu kimwe, kiba ari ikintu giherahejwe. Igihe Imana Yavuga ngo: "Nihabeho," biba biheze. Namba vyatwaye imyaka imiriyaridi ijana ngo bishike, biba vyamaze guhera harya nyene Ikibivuga. "Kandi igihe

Umwagazi w'Intama Yicwa kuva amatanguriro y'isi ashirwaho," iyo Bibiliya nyene, uwo Mpwemu nyene niWe Yanditse Avuga ko: "Amazina yacu yashizwe mu Gitabu c'Ubugingo c'Umwagazi w'Intama imbere yuko amatanguriro y'isi ashirwaho."

223 Rero umuntu yanditse ya ndirimbo ngo: "Hariho Izina Rishasha Ryanditswe Mu Bwiza," vyari bifise insobanuro nziza, ariko ntiyari ahuje n'Ivyanditswe. Murabona? Iryo zina ryanditswe hariya mu Bwiza igihe isi . . . imbere y'uko isi inatangura. Igihe Umwagazi w'Intama Yicwa, amazina yacu yashizwe mu Gitabu c'ubugingo c'Umwagazi w'Intama.

224 Reka—reka ndabaronse gusa Icanditswe kimwe gitoyi. Mwokwihangana umunota umwe gusa? Binje mu mutwe ubu nyene. Nibaza yuko nshobora guca ndahatora vyihuta. Sindabizi neza. None rero n'ubu ndabasavye mumbabarire kubagumiza hano umwanya muremure gutya, ariko nari nababwiye ko yari kuba sasita z'ijoro; ntizirashika neza. Ariko jewe—jewe nshaka gusa gu—gufata iki, Icanditswe kimwe gusa kuri ico.

Tuzingururirire hamwe ubu mu Gitabu c'Abaroma, nashaka ko musoma ibi hamwe nanje. Rero, reka turabe, Abaroma, namba nshobora kubibona, hano hafi nyene. Ubu rero reka dufate Abaroma 8, maze—maze duce dutangurira ku murongo wa 28 w'igice c'8 c'Abaroma. Kandi nashaka ko mubisoma gusa muriko murasenga hamwe nanje aka kanya. Umviriza hano ivyo Imana Yavuze rero.

> *Kandi turazi yuko ku bakunda Imana vyose bifataniriza hamwe kubazanira ivyiza,* kur'abo ba . . . *bahamagawe nk'uko yabigabiye.*
>
> *Kuko abo yamenye kera, . . .*

225 Ivyo bibaha . . . Mwoshobora gusomera hamwe nanje? "Kuko ya . . . "

> *Kuko abo yamenye kera yabatoranirije* (vyiza cane) *kera gushushanywa n'ishusho y'Umwana wayo, kugira ngo abe imfura muri bene Se benshi.*
>
> *Abo yatoranije kera, yarabahamagaye: abo yahamagaye, yarabatsindanishirije: abo yatsindanishirije, yabahaye ubwiza.*

226 Kuva kw'itanguriro ry'isi! Igihe Imana Yaraba hasi . . . Rero, Imana ntIrongora ibikorwa vyaYo, Ivuga ngo: "Rero, ubu, Ngiye . . . Oo, mbega ubu tugiye gukora iki?" Murabona? Nta kintu kiriho . . .

227 Mwibuke, ukugabitanya, icaha, ni ukugororoka kwononwe. Umurwanizi ntashobora kurema. Mbega umuntu wese, bose, barabitahura? Iyo ni Inyigisho y'iri shengero. Umurwanizi ntashobora kurema. Arashobora kwonona ivyo Imana Yaremye. None, ukwonona ni iki? Aha, mwese musa n'abantu bakuze, abenshi. Umvirize ibi. Twebwe turi abantu bubatse.

Kandi mwebwe abagabo bubatse namwe abagore bubatse murashobora kubana nk'umugabo n'umugore, kandi abo bagore baba bameze nk'aho batigeze baba . . . Ni amasugi, igihe cose wagumanye n'umugabo wawe. Ni vyo. Rero, ivyo birarekuwe kandi biremewe n'amategeko, kandi ni vyiza. Ni Imana Yashinze ko bikorwa uko. Uwundi mugore arashobora gukora igikorwa nk'ico nyene umugore wawe akora; umwe muri bo, akaba ari umugororotsi imbere y'Imana; ariko ico gikorwa nyene ku wundi mugore, ukaba uwuciriwe urubanza rwo gupfa imbere y'Imana. Ni igiki? Ubugororotsi bwononwe, murabona, ubugororotsi bwononwe. Rero, umurwanizi ntashobora kurema, ariko yonona ivyo Imana Yamaze kurema.

228 Ikinyoma ni iki? Ni ukuri kwononwe. Umuntu umwe yovuga ati: "Oo, ehe raba, hari ku wa gatandatu mw'ijoro, isaha zitatu, egome, Bill Branham yari i Jeffersonville," ni vyo. "Hari mu kabare kwa Antz, aborewe," ikinyoma. Vyari ibiki? Nari i Jefferonville. Ivyo n'ukuri. Kwari ukugororoka kwononwe guhindurwa ikinyoma. Murabona ico nshatse kuvuga? Murabona, ikinyoma conona ukuri. Ni ikintu kimwe cavuga aho nari. Ariko, iyo vyavugwa ngo: "Ku rusengero, ariko avuga ubutumwa," ni vyo. Ukwo ni kwo kugororoka. Yavuze ukuri. "Ku kirabo, ariko aranywa," ikinyoma. Vyononekaye; murabona, ukuri bononye. Murabona ico nshaka kuvuga? Ukutagororoka kwose ni ukugororoka kwononwe.

229 Urupfu, ni iki? Ubuzima, bwononwe. Indwara? Amagara, yononwe. Wategerezwa kuba uri umuntu mwiza, akomeye. Vyiza. Nimba urwaye, ni iki? Amagara yawe yononekaye. Murabona? Ni ivyo gusa. Ni igiki? Mwahora muri bato, abagore beza; n'abagabo bakomeye, beza. None muriko muzana iminkanyari, muriko murasaza. Ni igiki? Ubuzima, bwononekaye, murabona, buzosubira kandi bugaruke. Murabona? Kandi butegerezwa kugaruka. Izina ry'Umwami nirihezagirwe! Imana Yarasezeranye kuzobugarukana. Kandi ata nkeka nyene nk'uko bu—nk'uko buri (turazi ko buri hano), rero nk'uko buriho ata nkeka, Imana Igiye kuzobugarukana. Yarasezeranye Iranarahira ko Yobikoze. Ni vyo bibutanga.

230 None, ni gute, dukwiye kuba abantu bameze gute? Ubu rero nimurabe ingene ivyo bintu bishika. Rero, abo Yamenye kuva kera, Yarabahamagaye; abo Yahamagaye, Yarabatsindanishirije. Ryari? Imbere yuko amatanguriro y'isi ashirwaho, imbere yuko isi inatangura. Rero, iyaba twari dushoboye gufata iki Canditswe tukagishingira intahe vy'ukuri, twokimazeko amasaha menshi, ariko nti—ntidushaka kubikora. Ariko ukwo kutagororoka kwose hano, ni ukugororoka kwononwa kugahinduka ukutagororoka. Ivyo ni vyo umurwanizi akora.

Rero, iyo ushitse mu myaka yo kubazwa, ukaba uzi ikibi n'iciza, uba ubwirizwa guhindukira ukava mu bibi vyawe. Kuko, wavukiye mu caha, wabumbiwe mu bigabitanyo, uza mw'isi

uvuga ibinyoma. Rero mu vy'ukuri wa—wavutse kubw'icipfuzo co guhuza ibitsina, hanyuma utegerezwa kuvuka ubwa kabiri, kugira ngo uronke Ukuvuka bushasha, ngo winjire mw'Ijuru. Kuko, ubu bwoko bw'ivuka mufise hano . . .

231 Murabona aho Ivyabona vya Yehova bigeza mu kwihenda ng'aho, kwiyumvira ko Ukuvuka bushasha ari izuka ry'umubiri? Murabona, ntivyoshobora kuba ivyo. Murabona? Bitegerezwa kuba ikintu . . .

232 Mwebwe, muri mu kibanza c'igihe. Kandi ikintu conyene Gihoraho ni ikintu kitari gifise intango canke iherezo. Ikintu cose Gihoraho nticigeze kigira itanguriro, canke ntikizokwigera kigira iherezo. Murabona? Rero niwaba uri igice c'Imana, Mpwemu Ari muri wewe ntiYigeze Agira intango canke ntAzokwigera Agira iherezo, kandi wewe uri uw'Ibihe Bidashira hamwe na Mpwemu Ari muri wewe. Murabona? Ni nk'u—u—urukundo rwa *Agapao*, rugaca rumanuka ku rukundo rwa *phileo*, hanyuma rukamanuka ku rukundo rw'ukwipfuza kw'umubiri. Rubandanya gusa rumanuka rumanuka, rugenda rwononekara gushika ruhindutse gusa ikirundo c'ibintu vy'urudubi. Erega, inzira yonyene, Yesu Yamanutse iyo ngazi nyene, gushika hano kugira ngo Atore Yongere Asubize kw'ishusho yo hejuru cane, Avuye kw'ishusho yo hasi cane; kuva mu rupfu gushika mu Bugingo, kuva mu ndwara gushika mu magara meza, kuva mu kugabitanya gushika mu kugororoka. Murabona? Yavuye ku Wuri hejuru cane aja ku wuri hasi cane, kugira ngo Azane uwuri hasi cane gushika ku Wuri hejuru cane. Yarahindutse jewe kugira ngo, ku bw'ubuntu bwiWe, mbe We, umuragwa w'Intebe y'Ubwami mu Bwiza. Murabona ico ngomvye kuvuga? Ivyo bintu.

Ubu rero nimurabe. Kera cane imbere y'uko iyi si itangura muri izo atome hariya kera, igihe Imana Yabona ivyari bigiye kuzoshika, aho nyene Yarakubonye, Yarambonye, Yarabonye buri mbaragasa yose, buri sazi yose, buri gikere cose, buri mubu wose. Ibintu vyose vyobayeho kw'isi, Yarabibonye ako kanya nyene. Ata nkeka, Yarabibonye.

233 Rero, ntiYigeze Ivuga ngo: "Nzorungika Umwana Wanje kw'isi NdaMureke Apfe, kumbure hari umuntu azoMugirira ikigongwe. Kandi bizoba ari ibintu biteye agahinda cane, kumbure vyoshoboka ko hagira umuntu yoshobora gukizwa."

234 Yari Izi imbere y'igihe abazokizwa! Ego, mushingantahe. Yavuze Iti: "Esawu ndamwanka, Yakobo ndamukunda," imbere y'uko hagira n'umwe muri bo aronka akaryo ko kugaragaza ico yari, kuko Yari Izi ico bari. Yari Ibizi. Irazi ibintu vyose. Yari Izi ivyo uzokora, imbere y'uko uvuka, canke igihe isi yatangura.

235 None rero nimurabe. Nk'uko mubizi, nda—nda—ndakoresha inkoho. Nda—ndakunda inkoho. Kandi umugore umwe wo muri Texas, nibaza ko ari Texas, yaranzaniye inkoho yo mu bwoko

bwa Swift, Swift ya 220. Namye ndayipfuza na ntaryo. Ndashaka kuyiga neza. Ni yo nkoho irasa ntoyi ikomeye cane kuruta izindi. Ni urusase rwa mirongo ibiri na kabiri, urusase rw'intete mirongo ine n'umunani. Kandi urashobora kuzishiramwo n'iminwe. Ariko, ihinguriro rivuga ngo: "Ntubikore; birateza irinde cane." Ariko urashobora kwuzuza urwo rusase n'iminwe kugira ngo rushike ku muvuduko w'imetero igihumbi n'amajana atanu kw'isegonda, kandi rukagumana inzira yarwo. Imetero igihumbi n'amajana atanu kw'isegonda, ico ni ikirometero n'inusu kw'isegonda. Mu yandi majambo, igisiga kiri ku metero amajana abiri. Urashe ico gisiga, urabona amubi aguruka imbere y'uko wumva inkoho yishitse. Murabona? Ni ivyo, ariko ufashe, karya gace gafyase k'agahaganyuzo k'amenyo, ukagashira mu gafu karwo, hanyuma ugasukamwo akangana *uko* nyene, akangana gusa n'akoshobora kuja ku gahaganyuzo k'amenyo; hanyuma ugaca urasa ingurube iri ku mpera y'iyi nyubakwa hano, yoguma ngaho gusa ikuraba. Ingorane ni iyihe? Urusase rurashwanyagurika, ruranyaruka cane, mu-. . . Kandi urashobora gushira igihuzu hagati y'aha na hariya, ntiwigere ubona n'agasigarira na kamwe gatoyi kagwa kuri ico gihuzu. Rusubira gusa uko rwari; atari ku—ku minyota, iminyota y'ikirunga, ariko rugenda kure y'aho. Rusubira kuri aside z'intango zigize umujumbu n'icuma birugize. Bisubira kuba nk'uko vyari haraheze imyaka imiriyaridi ijana. None, ng'uru urusase rutoyi, urusase rw'intete mirongo ine n'umunani mfise mu kuboko kwanje, hanyuma mw'isegonda rikurikira rugaca ruhinduka uko rwari rumeze haraheze imyaka imiriyoni ijana. Kandi iyaba kumbure isi yogumyeho iyindi myaka imiriyoni ijana, rwosubiye kuba urusase kandi, boshoboye kongera kuruha iyo shusho, kuko rwobaye rwahindutse umujumbu.

236 Rero nimurabe ivyo Imana Yakoze, muca muYikunda. Muca muja i muhira, hanyuma mu gitondo muryame mucerewe gato. Kandi—kandi mu—muzoYikunda kuruta uko vyigeze. Rero, Imana ni Umwubakisha. Ni bangahe bazi ivyo? Ni Umwubatsi. Ni vyiza cane. Umviriza neza cane. Rero, Imana kera cane, canke, bavuga . . . Ubu rero tugiye gufata iciyumviro c'abahinga mu rukurikirane rw'ibihe. Imana, haraciye imyaka imiriyaridi ijana, igihe Yagomba kurema isi, rero, Yaratanguye gusa. Rero, Yari Ifise . . . Yari Ifise iciyumviro mu mutwe waYo.

237 Ubu rero uhava uvuga ngo: "Nimba Ikomeye uko, Mwene Data Branham, ni gute none Yemereye umurwanizi ko akora icaha?" Erega, Yari Izi, imbere y'uko umurwanizi anaremwa, ko yobaye umurwanizi. Icubahiro! Ubu numva ndi uwa Mpwemu. Oo, bagenzi! Yari Izi, imbere y'uko umurwanizi aremwa, ko yobaye umurwanizi. Ubu rero murabaza muti: "None ivyo bimeze gute?" Muvuga muti: "Ni kuki Yamuretse ngo abe umurwanizi?" Kugira ngo Yerekanwe ko Ari Imana. Ni co gituma Yabikoze. "Ni kuki habayeho abatagororotse? Kubera iki?"

238 Ni ikihe catanguye, Umukiza canke umunyavyaha? Ni ikihe catanguye? Umukiza. Ni ikihe catanguye, Umukiza w'indwara canke umurwayi? Ni kuki vyemewe ko habaho umunyavyaha? Kuko ibiYigize ari kuba Umukiza. Iyo hataba umunyavyaha, ntiYari kwigera Imenyekana nk'Umukiza. Haleluya! Ishobora gufataniriza ibintu vyose kuYihesha icubahiro. "Mbega umububumvyi yoshobora kubwira. . . Canke, inkono yoshobora kubwira umububumvyi ngo: 'Ni wewe wandemye gutyo?'" Ni nde ari ku rubumbiro? Ni nde afise ibumba? Riri mu maboko ya nde? Paulo yavuze ati: "Ewe wa muntu w'ikijuju, mbega ntiYavuze ko Yahagurukije Farawo kubw'iyo ntumbero nyene?" Nta nkeka. Yari Ibizi. Imbere y'uko isi ibaho, Yari Izi icobaye iki. Kandi Yararetse habaho icaha, kugira ngo Ibe Umukiza. Yararetse habaho indwara, kugira ngo Ibe Umukiza w'indwara. Yararetse harabaho urwanko, kugira ngo Ibe Urukundo. Nkako, Yarabikoze. Ni Imana, kandi ivyo ni ibiYigize. Kandi Itegerezwa kugira ico Yerekanirako ibiYigize.

239 Womenye gute ko hariho ijoro, wokwigeze umenya gute ko ririho? Iyo haba hari umurango gusa, wokwigeze umenya gute ko hariho ijoro? Hariho ijoro, kugira ngo rishobore kwemeza umurango. Ata nkeka, ng'ivyo. Amen. Murabona ico Yakoze?

240 Ariko igihe Yari hariya, imbere yuko isi ishirwaho, imbere y'uko Ifata iri zuba rya kera Ikarizungurutsa kuri iki kinyenyeri ca kera tubayeko ubu, iyi si, Ikayibumbabumbira ngaha ku zuba, Ikayikikuza izuba. Tuvuge ko, *hano* ari izuba. Yayibumbabumbiye kuri *uru* ruhande, hanyuma Iyirekera aho yenena imyaka imiriyaridi ijana. Yariko Irakora iki? Imyuka. Yungururiza kuri *uru* ruhande, Ikora ikindi kintu. Yariko Irakora iki ng'aho? Potase. Yarabandanije kuri *uru* ruhande, none Yariko Ikora iki hano? Yariko Ikora karisiyumu. Yariko Ikora iki? Yariko Irakora wewe na jewe. Yariko Ikora iki? Nk'umwubakisha yategekanije ibiti vyose vyo kumanika, bibiri kuri kane na bibiri kuri munani, imbaho ziwe, ivyo gushira inyuma, yari azi neza igitigiri c'inyubakwa agiye kwubaka. Kandi dukozwe mu bintu cumi na bitandatu vyo kw'isi, rero Yariko Iraduhingura twese, Ikadushira ng'aho imbere y'uko isi inabaho. Kandi Yo. . . Irashobora kuba itagira ishusho ico gihe; sinzi uko yari imeze. Yariko Irakorera iki inzahabu, n'umujumbu, n'umuringa, n'amazi, n'ivyo bintu vyose? Ni Umwubakisha. Ishobora. . . Uwo Mwubatsi, Yariko Arashiraho vyose, vyose vyari bikase kandi bihinguye. Imaze kubitunganya vyose, kwari ukwiburuka gukomeye cane kw'ikirunga. Yararetse ivyo biva mu birunga imyaka imiriyoni ijana, kugira ngo bivyare karisiyumu. Ni igiki? Ni igice cawe.

241 Kandi rero, imbere yuko habaho n'agace k'ubuzima kuri iyi si, imibiri yacu yari ng'aha. Haleluya! Imbere yuko haza n'akama kamwe k'urume kw'isi, twari hano. Igihe Adamu yagendagenda mw'itongo rya Edeni, nari hano. Amen. Ego,

mushingantahe. Oo, icubahiro! Igihe Abakerubi, inyenyeri zo mu gaturuturu zaririmbira hamwe, n'abana b'Imana basesereza impundu z'umunezero, nari hano ndindiriye gusa ko impwemu y'ubuzima iza. Nari hano. Yari Yandemeye hano, Iryamika umubiri wanje hano. Ego, mushingantahe. Nimba atari vyo, none woba wavuye hehe? Huh? Washitse hano gute? Ni Imana Yari Yarawushize hano. Imana ni Yo Yawuremye. Dukozwe n'ibintu cumi na bitandatu: peterori, potase, n'umuco wo mu kirere, n'ibindi. Murabona, twari turyamye hano.

242 Habaye iki none? Hanyuma Imana Ibwira Mpwemu Yera, turafata gusa mu buryo bw'ikigereranyo, "Genda rero, Ugende Ugaragarize isi urukundo. Kuko, Ndi urukundo, kandi Uri igihimba caNje, kubw'ivyo rero genda Ugaragarize isi urukundo." Nuko wa Mpwemu Yera munini, turibaza, Asohoka ng'aho; ibi ni mu buryo bw'ukugereranya gusa. Si uko vyari bimeze. Ego cane, Mpwemu Yera n'Imana ni intumbero imwe nyene, intumbero imwe nyene, Umuntu umwe. Murantunga. Kandi tuvuge gusa ko Yashanje amababa yiWe kw'isi, Agatangura kubundikira. Uko kubundikira ni ibiki? Nka kurya kw'inkoko ku miswi yayo, ihamagara, igaragaza urukundo, "Ko, ko, ko." Oo!

243 "Ewe bugingo, nuze!" Yarasemereye. Yararavye hirya no hino. "Nshaka ubwiza kuri iyi si. Seruka, muco!" Mpwemu Yera Ariko Arakora. Muri ako kanya, ndaraba; ndabona, hariho nk'umugezi uriko uratemba umanuka ku musozi hariya, imivo ya karisiyumu itemba, ivanze na potase. Bija hamwe kugira ngo bikore iki? "Buzima, nuze!" Agashurwe gatoyi ka Pasika gaca gaserura umutwe kava munsi y'igitandara. "Ingo hano, Data, raba ivyo."

244 "Bisa nk'aho ari vyiza. We bandanya ubundikira gusa." Yarabundikiriye amashurwe. Azana ivyatsi vyose. Azana ubuzima bw'ibikoko. Inyoni ziraguruka ziva mu mukungugu. Haciye igihe kinaka, haza umugabo n'umugore; haza umugabo, uwo mugabo yari vyompi umugabo n'umugore. Atari umuntu umwe w'ibitsina bibiri, rero. Gusa, gusa muri we, harimwo impwemu y'ikigore.

245 Iyo ufashe umugabo yigira ivy'abagore cane, ashobora kuba ameze neza, aringaniye neza, ariko haba hari ikintu kitagenda neza. N'iyo ufashe umugore, ashaka kumwa umushatsi wiwe no kwambara ibisarubeti, akaja hanze ng'aho, agira ati: "Imana Ihezagirwe, ngira nkubwire ikintu kimwe!" Haba hariho ikintu kitagenda neza. Umugore afise impwemu y'ikigore, umugabo na we akaba umugabo. Ivyo turabizi. Kandi ivyo murabizi. Mbega mubona ko ari ibisanzwe ko umugore agerageza kuba, gukora nk'umugabo?

246 Erega, igihe kimwe nari nicaye, nari umucungerezi w'amashama hano, nca mfata bisi ndiko nja hariya ndiko

ndakubita uwo mugore ku kuguru, n'ukuboko kwanje, ndamuvugisha, sinari namenye ko yari umugore. Yari yambaye inkofero imwe muri zimwe z'abasudira, n'amarori y'akazi manini nk'*ayo*, nanje nari nicaye aho nyene, kandi yariko aravuga ikindi kintu ku kintu kimwe cakozwe. Avuga ati: "Urazi," avuga ati: "kandi ejo mw'ijoro," nk'uko nyene yari asa n'uwukaze, ariko aranywa itabi. Avuga ati: "Ejo mw'ijoro, ndababwire, uwo mugenzi yanyereye, hejuru y'ico kintu. Avuga ati, 'Bagenzi!' Yaratibutse anyerera hariya." Avuga ati, "Sinari bwigere ntwenga nk'uko mu buzima bwanje."

247 Nanje nariko ndatwenga, murazi, *gutyo*. Nca mvuga nti, "Muhungu, ivyo biratwengeje cane, sivyo?" Twicaye aho tuvuga gutyo. Kandi iyo atakura ico kintu ngo azunguze umutwe, kandi yari afise ibishatsi vyinshi hejuru, nca mbona ko yari umugore. Sinari bwigere numva ko ndi muto ukuraho mu buzima bwanje. Nca—nca mvuga nti: "Uri umugore?"

Na we ati, "Emwe, Egome koko!"

248 Nca mvuga nti, "Urambabarira." Sinari bwigere mbona ikintu nk'ico. Rero, ivyo, ukwo ni ukuri.

249 Narabonye ikimenyetso ejo bundi, cahatswe kunyicisha umunezero. Hariho ikimenyetso kinini, kivuga ngo: "Impuzu z'abagore ziteguriwe kwambarwa." Ndiyumvira nti: "Imana Ishimwe kubw'ivyo." Murabona? Ariko, naje gusanga, bwari ubwoko bumwe bunaka gusa bw'impuzu bari bamaze gukora, murazi. Na—nariyumviriye ko vy'ukuri bari bagiye kwambara impuzu. Naravyiyumviriye vy'ukuri. Cavuga ngo: "Abagore bariteguriye kwambara impuzu." Nca mvuga nti, "Imana Ishimwe kubw'abo. Ivyo ni vyiza. Ivyo, ata nkeka ndabishimira Umwami." Ariko, murabona, vyari ubwoko bumwe bunaka bw'impuzu bari bamaze gukora, ikintu kimwe. Bitegerezwa kuba vyari ikintu gitwenza, sivyo, muri iki gihugu? Neza.

250 Nuko igihe Adamu yaseruka. Kandi rero Adamu yasa n'uwufise irungu, rero Yafashe akagufa ko mu rubavu rwiwe Ibumba Eva, ikivuye muri we. Yabumvye. . . Yakuye impwemu y'ikigore muri Adamu, Iyishira mu mugore, impwemu y'urukundo, y'ikigore, y'ubugwaneza, y'ubwitonzi. Ica Isiga impwemu y'ikigabo muri Adamu. Rero, nimba hari ikintu gitandukanye, haba hariho ukwononekara ahantu kanaka. None, kandi rero bompi bari umwe.

251 Ubu reka dufate gusa agakino gatoyi rero imbere y'uko duheza. Ng'aha haje. . . Aha, ni Adamu afashe Eva ukuboko barasohoka. Ndakunda iyi nkuru. Baca barasohoka, murazi. Eva akavuga ati: "Oo, mukunzi, ushatse kuvuga ko ari we wabikoze?"

"Ego, ico ni je nacise izina."

"None ucita ngw'iki?"

"Iki citwa ifarasi. Uh-huh."

"Iki ni igiki?"

"Iyo ni inka.Uh-huh."

"Ni ko wacise?"

"Ego. Uh-huh."

252 "Biriya uvyita ngw'iki, birya bibiri biri hariya bifatanije imitwe?"

"Izo ni inyoni z'urukundo."

253 "Oo, ndabibona. Ndabibona." Bagaca babandanya uko. "Iki naco kiri ng'aha ni igiki?"

"Ico ndacita *uko*, n'iki ng'aha."

254 Nuko, "Oo, ndabibona. Uh-huh. Ivyo ni vyiza." Intambwe igaca yivuga. "Ico ucita ngw'iki?"

"Iyo ni intambwe."

"*Iki* ni igiki?"

"Ingwe."

255 Kandi, oo, nka . . . "Oo, ndabibona." Nka kurya kw'utwana tw'utuyabu, murazi, tugendagenda tuniha.

256 Nuko rero, haciye akanya, araba hirya no hino. Avuga ati: "Mukunzi, raba hariya, izuba rirarenze. Ni igihe co kuja ku rusengero."

Murazi, hariho ikintu kinaka ku bijanye n'iyo izuba rirenze, wumva ushaka gusenga. Iyo utagiye mu rusengero uwo mugoroba, ukunda kwinjira mu cumba, ugasoma Bibiliya. Ni bangahe bakunda gukora ivyo, kwiherera wenyene? Murabona? Ni ibintu biri mu muntu nyene gukora ivyo. Ukwiye kubigira.

"Igihe co kuja ku rusengero."

257 Rero, ntibigeze bavuga ngo: "Ubu, rindira gato ubu, ubu, Jones ni uwo mu Makoraniro, natwe turi abo mu . . . " Oya, ntivyari bimeze uko ico gihe, rero baraduga gusa. Nta n'urusengero bari bafise, intebe nziza yo kwicarako gutyo. Baca baduga gusa munsi ya katederali nini y'ibiti, bagapfukama.

258 Kandi wa Muzingi w'umuco wenena hariya mu bisaka. Murabona? Ndashobora kwumva Ijwi rivugira hariya riti: "Mbega abana baNje baranezererewe kw'isi, uno munsi, iyo Uhoraho Imana Yanyu Yabahaye?"

259 "Ego cane, Mwami, twanezerewe uno munsi." "Ntitwanezerewe, ga mukunzi?"

260 "Ego. Ego, mukundwa, twanezerewe." "Mwami, ata nkeka turaGukunda. Rero ndigoroye nce nsinzira." Murabona? Agaca agorora ukuboko kwiwe kunini, n'umugore akaryama, ku kuboko kwiwe, akaryamika ingwe n'intambwe, n'ibindi vyose bikaryama; mu mahoro menshi.

261 Nuko Imana Ikamanuka kandi Ikamanukana, oo, umugwi w'Abamarayika, Gaburiyeli, ikiremwa caYo co mw'Ijuru. Nuko bakamanuka maze bakinjira bagendera ku mano mu cumba co kuraramwo, murabona, baraba hirya no hino. Gaburiyeli ati: "Ngwino hano Data. Ngwino hano. Raba hano. Ng'uyu. Aha, aha niho abana baWe baryamye hano."

262 Ni bangahe muri hano mumaze kuja iruhande y'igitanda, bamwe muri mwebwe ba mama, wewe na papa muri kumwe, mukaraba uwo muhungu muto, uwo mukobwa muto, namwe mwibukanya gusa, "Mbega nta—ntasa nawe, *uku* na *kuriya*?" Ivyo woba warigeze kubigira? Emwe, kenshi ndagenda nkabwira Meda, mvuga kuri Joseph. Akavuga ati, "Bill, afise uruhanga rurerure nkawe."

263 "Ego. Ariko, Meda, afise amaso manini nkawe." Kubera iki? Ni igice c'icamw- . . . Ni icamwa c'ubumwe bwa—bwacu.

264 Rero, kandi Data Yavuze, Ashobora kuvuga ibi kuri ivyo. Yavuze ati, "Urazi . . . " Nuko Gaburiyeli avuga ati: "Urazi, asa naWe nyene." Uko ni ko Imana Isa; niwirabe ubwawe. Uko ni ko Imana Isa. Isa nawe. Uri uruvyaro rwaYo. Ni bangahe bazi ivyo? Murabona?

265 None rero murabe. Ni ubuhe bwoko bw'ubuzima buri hasi cane dufise? Igikere. Ni ubuhe bwoko bw'ubuzima buri hejuru cane? Umuntu. Nta nkeka. None ni iyihe shusho yo hejuru cane? Bwagumye gusa buva kuco hasi cane, buja hejuru, kuva ku gikere uja kuri *iki* no kuri *kiriya*, no ku nyoni, gushika, n'ibindi, mu bwoko bwo hejuru kuruta bw'ubuzima, gushika bushike kw'ishusho yo hejuru cane yoshobora kubaho, hanyuma ica iremwa mw'ishusho y'Imana. Ng'ivyo. Kandi umugore ntiyaremwe mw'ishusho y'Imana, ahubwo yaremwe mw'ishusho y'umugabo. Murabona?

Rero, ubu, ng'abo. Imana Irabaraba, Ivuga Iti: "Ego, basa—basa neza cane."

266 Vyari ibiki ga mwene Data? Ntibari abo kuzopfa. Urwo rwari urushi rwa mbere rwa karisiyumu, potase ya mbere, n'ibindi vyose vyatanguye nk'uko. Mbega si ivyiza? Ariko icaha caraje conona ico gicapo. None, Imana ni . . . None Imana yabirekuriye gukora iki? Ni kuki Yemeye ko bimera nk'uko twariko turabivuga mu kanya gatoya gaheze? Yabirekuye kugira ngo Igaragaze ko Ari Umukiza. Yarabikoze. Yararetse indwara zirabaho, kugira ngo Ishobore kugaragaza ko ari Umukiza w'indwara. Yararetse urupfu rurashika, kugira ngo Igaragaze ko Ari Ubugingo. Murabona? Yararetse ivyo bibi vyose birashika, kugira ngo Igaragaze ko Ari Nziza, kandi nico Yari. Tura . . .

267 Muvuga ivyo kuririmba inkuru y'ugucungurwa! Mwene Data, Yesu niYaza, iri—iri Shengero rizohagarara hariya ku nkengera z'iyi si rice ririrrimba inkuru z'ugucungurwa, igihe Abamarayika bazokwunamika imitwe, batazi ivyo

turiko turavuga. Ego cane, ntibigeze bazimira. Ntibazi ivyo twaciyemwo. Turazi ico bisobanura kuzimira no gutorwa. Oo, twoshobora gusemerera amashimwe yaYo! Si Umukiza kuri bo. Ntibigeze bakenera gukizwa na gato. Ntiyari Uwukiza indwara kuri bo. Oya. Icubahiro! We si—We si Ubugingo kuri bo. Habe namba. Ntibigeze bapfira mu vyaha no mu bicumuro. Twebwe vyarashitse, kandi twagizwe bazima. Ni ivyo. None tuzovuga iki, dufise ibitsibo vyacu, "Oo, uri Revera *kanaka*"? Oya, oya, oya, oya, oya. Icubahiro cose ni kibe iciWe! Ni ivyo. Ng'ivyo. Hanyuma tuzovuga inkuru y'ingene twanesheje. Tuzobitahura neza vuba cane.

268 None, none muri ivyo, none habaye iki? Mbega Imana rero Yavuze gusa ngo: "Ego cane, noshobora gusa gusenyura potasi yaNje yose na karisiyumu. Vyose vyarasenyutse"? Oya, oya. Yari Izi ko vyogenze uko.

None, none, nimba Mpwemu Yera Yangize ico ndi, nkaba ndya ivyo kurya nkagaburira umubiri wanje, kugira ngo mbe ico ndi ubu. Rero, yamara, naremwe mw'ishusho. Ishusho yose Imana Yabonye, imbere y'uko isi iremwa, ikuze, iragaragara. Murabona? Vyavuye mu mugore, nk'uko Yavuze ko vyobaye; igihe gikurikira, biva ku Mana. Ico gihe vyazanwe n'umugore; iki gihe, bizanwa n'Umugabo. Murabona? Ico gihe, vyaciye ku kwipfuza kwo guhuza ibitsina; iki gihe bica kw'Ijambo ry'Imana rivuzwe. Murabona?

269 Aho, none, hari ikintu compagarika umutima? Oya, mushingantahe. Nta kintu na kimwe cotugirira nabi. Paulo yavuze ati: "Canke ibiriho, canke ibizoza, indwara, urupfu; nta na kimwe gishobora kudutandukanya n'urukundo rw'Imana ruri muri Kristo." Nta kintu gishobora kudutandukanya.

270 Nk'uko navuze inkuru ntoyi. Hasigaye imishatsi itanu gusa ngo ngire ubuhanza, hose. Kandi nariko ndasokoza iyo mikeya hano haciye igihe, umukenyezi wanje aca avuga ati: "Billy, uri hafi kugira ubuhanza."

Nca mvuga nti: "Ariko nta n'umwe natakaje."

Aca avuga ati: "Iri hehe?"

271 Nca mvuga nti: "None yari hehe imbere y'uko ndayironka?" Murabona? "Aho yari iri imbere yuko ndayironka."

Rero, hari igihe kimwe, mu myaka ijana iheze, iyo mishatsi ntiyari hano na gato, ariko yari ng'aha mw'ivu. Ni vyo? Hanyuma haciye nk'imyaka mirongo itanu, itangura kuza ku mutwe wanje. Yaje iva hehe? Yavuye mw'ivu. None ubu iriko irasubira aho yari. Si vyo? Ntiyariho, hanyuma irabaho, none ubu ntikiriho. Ni ibiki? Ni igiki cayigize ico iri? Imana! Ng'Iyo. Yacafye Ishusho, Iti: "Uko ni ko Ndamushaka."

272 "Wa rupfu we, uruboyi rwawe ruri hehe? Wa mva we, intsinzi yawe iri hehe?" Kumbure muzompamba umunsi umwe hano.

Sindabizi. Ariko, mwene Data, sinzoba napfuye. Ndabikubwira. Oya, mushingantahe. Oo!

> Tuzozuka, (Haleluya!)
> Tuzozuka!
> Muri ca gitondo c'izuka,
> Igihe inzitiro z'urupfu z'ivyuma zizoba zasenyuwe,
> Tuzozuka, (Haleluya!) Tuzozuka.

Nta kintu na kimwe combuza kuzuka. Nta badayimoni bahari bahagije i kuzimu hose boshobora kumbuza kuzuka. Nta kintu na kimwe gihari gihagije ahantu na hamwe co kumbuza kuzuka. Ndafise isezerano ry'Imana. Ndafise Mpwemu Yera. Ndafise Zoe, Ubugingo Budashira bw'Imana, buri ng'aha. Iki kibiribiri gishaje caje kiva ng'aho, Imana Imaze kumbundikira mva mw'ivu. Kandi nimba Iyambundikiriye Ikankura mw'ivu. . .

273 Maze gukura, rero, igihe cose numva inkengeri y'ishengero, hari Ikintu kimwe Cavugana nanje, ndi agahungu gatoyi. Umumarayika Yavugiye mu gisaka, ati: "Ntuzokwigere unywa inzoga canke ngo unywe itabi. Ndafise igikorwa uzokora. Ntuze uhumanye umubiri wawe, canke ngo ugendane n'abagore n'ibindi. Wewe, Ndagufitiye ico uzokora niwakura."

"Uri Nde? Uri Nde?"

274 "Uzomenya vyinshi mu gihe kizoza." Haciye igihe, ng'Uwo Araje. Ari hejuru hariya nariko mbatiriza. Ariyerekana We ubwiWe. Arimenyekanisha. Arishura. NdaMubona Ahagaze hariya, hose, ku mpande zose.

275 Uzobigenza gute, nimba Yandemye uko ndi, ata guhitamwo ngize na gato . . .? Sinigeze ngenda ngo mvuge nti: "Rero, Charlie Branham, wubakane na Ella Harvey muce mumvyarira mw'isi." Oya, mushingantahe. Sinigeze ndabihitamwo ivyo. Imana ni Yo Yabikoze.

Kandi nimba Yangize ico ndi, ata mahitamwo; mbega bingana iki, iyo uwo Mpwemu Yera Aje kumbundikira, nanje ngaca mvuga nti: "Ego, Mwami, Uri Umuremyi Wanje. NdaGukunda, kandi ndaKwakiriye nk'Umukiza Wanje!" Ni gute uzongumiza mu mukungugu? Ntavyo woshobora, mwene Data. Ntiwobishobora na gato.

276 Imana ntiYigeze Ihingura igice na kimwe c'iyi karisiyumu, canke potase, canke ikindi kintu cose, ngo kize cigere gi—gitakara. "Abo Data Yampaye bose, imbere yuko isi ishirwaho, bazoza kuri Jewe." Fyuu! Numva nshaka gusemerera; ni ukuri ndabishaka. "Abo Data Yampaye bose bazoza kuri Jewe, kandi ntawuzozimira, ariko nzosubira kumuzura mw'izuka." NaraMwumvise Ahamagara, igihe naza kuri We. None ni gute bongumiza mu mukungugu wo kw'isi? Nta bantu bazika bahagije kw'isi bahari, naho bonkubita mu maso n'igipawa,

bokwigera bangumiza mu mukungugu wo kw'isi. Nzozuka umunsi umwe mpagarare nsa na We, nogejwe mu Maraso yiWe, navyawe na Mpwemu wiwe! Haleluya! Mugire amadini yose mushaka; nzotora Yesu. Amen!

277 Umugabo umwe wo mu bwishingizi yaraje iwanje. Wilmer Snyder, umugenzi wanje mwiza. Avuga ati: "Billy, ndashaka kukugurishako ubwishingizi."

278 Nca mvuga nti: "Naramaze kuburonka." (Umugore wanje aca arahindukira arandaba, nk'aho yovuze ngo: "Uriko ubesha kuki, ga muhungu?")

Aca avuga ati: "Urafise ubwishingizi?"

Nca mvuga nti, "Ego, mushingantahe."

Ati: "Bwo mu rihe shirahamwe? Ni irihe?"

279 Nca mvuga nti, "Ivyizigiro bihezagiye, Yesu ni Uwanje, oo, mbega uguhonja ku bwiza bw'Imana! Umuragwa w'agakiza, yaguzwe n'Imana, yavyawe na Mpwemu WaYo, yogejwe mu Maraso yiWe."

280 Aca avuga ati, "Ivyo ni vyiza, Billy, ariko ntibizogushira mu mva."

281 Nca mvuga nti: "Bizoyinkuramwo." Haleluya! Sindajwe ishinga n'uko nzoyishikamwo; ni ingene nzoyivamwo.

282 Rero, ndafise ubwishingizi bumbwira buti, "Nzogarukana. Abo Data Yampaye bose ni rwaNje." Ivyo papa yakoze ntaco bimbariye, ivyo mama yakoze, ico vyari cose. "Abo Data Yampaye bose bazoza kuri Jewe, kandi nta muntu ashobora kuza kiretse Data Amukweze." Haleluya! Yabakwegeye iki? "Nabamenye kera imbere yuko isi ishirwaho. Igihe nakerera Umwagazi w'intama, namwicanye na We." Amen. "Natoranije Ishengero." Ni igiki gifise ugutoranywa? Ishengero. Ni gute ushika mw'Ishengero? "Muri Mpwemu umwe twese niho twabatijwe mu Mubiri umwe." Yari Izi, imbere y'uko isi ishirwaho, ko twobaye turi ng'aho. "Kandi abo Yamenye kera, Yarabahamagaye. Abo Yahamagaye, Yarabatsindanishirije. Abo Yatsindanishirije, Yaramaze kubaha ubwiza."

283 Mu Bitabu vy'Imana, Yavuze ko Izohurira nanje hariya nyene. Nta badayimoni bavuye i kuzimu boshobora kubagumiza ahandi na hamwe canke kubabuza kuba ng'aho nyene, kuko Imana Yamaze kubivuga, kandi ivyo bikura impari. Nimba imyaka imiriyaridi ijana imbere y'uko isi iremwa, inyenyeri zo mu gaturuturu zaririmbira hamwe n'abana b'Imana bagasesereza impundu z'umunezero, imbere yuko isi ishirwaho, murabona, imbere y'uko hashirwa-. . ., n'abo Bamarayika n'ibindi vyose vyari binezerewe, bivuza induru ku bijanye navyo, imbere yuko isi ishirwaho, ni gute umurwanizi yoshobora kungumiza mu mukungugu wo kw'isi? Ntiyobishobora. Muvuga ukuri.

284 Reka turabe, ubu. Uyu ni umwanya wa demokarasi mfise, ngaha. Aha ni isaha zitanu zibura iminota mirongo ibiri. Aho ni isaha zine zibura iminota mirongo ibiri. Si vyo ga Mwene Data Wood? Ni vyo, isaha zine zibura iminota mirongo ibiri. Mwese muranezerewe?

Oo, numva nshaka kubandanya urugendo,
Numva nshaka kubandanya urugendo;
Inzu yanje yo mw'Ijuru irakayangana kandi iratunganye,
Nanje numva nshaka kubandanya urugendo.

Oo, numva nshaka kubandanya urugendo,
Numva nshaka kubandanya urugendo;
Inzu yanje yo mw'Ijuru irakayangana kandi iratunganye,
Nanje numva nshaka kubandanya urugendo.

285 Murakunda indirimbo za kera nk'iyo? Hariho iya kera twahora turirimba, ikintu kijanye na: "Ubuntu n'imbabazi vyarantoye. Aho ni ho Inyenyeri yo mu Gaturuturu Yakayanganiye." Ivyo ni ibiki, Mushikiwacu Gertie? Reka turabe. Gute . . . Ni ibiki, Mwene Data Neville? Murabona, ikintu kimwe: "Ubuntu n'imbabazi vyarantoye. Aho ni ho ya Nyenyeri Ikayangana yo mu Gaturuturu Yerekaniye ivyaYo . . .?. . . kuri jewe." Uh-uh. Ego. "Ku musaraba." Duhe ijwi ry'iyo, mushikiwacu, *Hafi y'Umusaraba*. Ingo hano, Mwene Data Neville. Oo, izi ndazikunda. Ni bangahe bakunda indirimbo za kera zahumetswe? Mushobora kugira ugusimbagurika muduga mumanuka n'urwamo rwose mushaka. Jewe mpa ibi: "Aha ni ho ubuntu n'imbabazi vyantoye." Ni vyo. Ni vyiza, bukebuke rero.

Yesu, Ngumiza hafi y'umusaraba,
Hari Isoko nziza
Bose banywako gusa, umugezi ukiza,
Utemba uva ku musozi Karuvariyo.

Ku musaraba, ku musaraba,
Umbere ubwiza ibihe vyose;
Kugeza umushaha wanje uzamuwe ukaronka
Uburuhukiro hakurya y'uruzi.

286 [Mwene Data Branham ariko aririmba adasohora amajambo *Hafi y'Umusaraba*—Umw.] Oo, ukuntu ari vyiza cane! Vyiyumvireko! Vyobaye gute iyo hataba Umukiza? Vyobaye gute iyo tutaba dufise iri Jambo? Vyobaye gute iyo Ataguhamagara? Vyobaye gute iyo Ataba Yarakumenye kera, ukaba uri hanze hano muri iyi si uyu mugoroba? Muramukunda? Oo, bagenzi! Ntimwibagire ibikorane vyo mu gitondo, rero, isaha zitatu n'igice.

Ku musaraba, ku musaraba,
Umbere ubwiza ibihe vyose;
Kugeza umushaha wanje uzamuwe ukaronka

Uburuhukiro hakurya . . .

287 Ubu rero duhe ijwi ry'indirimbo *Ikibanza Kw'Isoko*. Iyi ndirimbo nziza ya kera, "Hariho ikibanza kw'Isoko." Ni bangahe bayizi? "Ikibanza, ikibanza, ego, hariho ikibanza, ikibanza kw'Isoko." Mu gihe muririmba ubu, uhindukire bukebuke, i ruhande yawe, uramukanye n'uwo mwene Data. Murazi, ubu hariho ikibanza ku Bametodiste bose. Hariho ikibanza ku Babatista. Hariho ikibanza ku Bapentekoti. Hariho ikibanza kuri twese ubu, kw'Isoko. Ni bangahe bazi iyo indirimbo ya kera? Oo, ata nkeka murayizi. Bamwe muri mwebwe aba kera, rero iyi ni indirimbo nziza, ya kera yo muri Kentucky.

Ikibanza, ikibanza . . .

Muramukanye.

. . . ego, hari ikibanza,
Hariho ikibanza kw'Isoko ku bwawe;
Ikibanza, ikibanza, ego, hari ikibanza,
Hariho ikibanza kw'Isoko ku bwawe.

Oo, ikibanza, ikibanza, hariho ibibanza vyinshi,
Hariho ikibanza kw'Isoko ku bwawe;
Oo, ikibanza, ikibanza, ego, hari ikibanza,
Hariho ikibanza kw'Isoko ku bwawe.

288 Rero, ndafise akantu nababikiye. Ubutumwa bwose buherutse gusohoka, n'ibitabu, n'ibindi vyose, bizogurishirizwa hariya ku rundi ruhande rw'ishengero, mu ndwi iza, mu bikorane; ama bande n'ibindi vyose, na vyose, mu buryo bw'ibitabu bimeze neza. Hazoba hari imeza hariya inyuma, muri kimwe mu vyumba. Kandi ibitabu, ubutumwa buherutse gusohoka, n'ibindi vyanditswe vyiza vyasohotse mu ntango, mu bitabu bishasha, vyasohowe gushasha, vyose bizoshirwaho, ku— ku mpera y'iyi nyubakwa, kuri uwu wa gatatu uza ku mugoroba.

Kandi twiteze i—ibihe vyiza mu Mwami. Muzoze, muri mu gusenga, rero. Ubu, muhamagare abarwayi banyu n'abababaye, mubandikire ikete. Mubazane hano. Tuzoza gusa . . . Imana Izokora n'ububasha. Kandi turazi ko Izobikora.

289 Kandi rero ubu naragiye ku muntu wese nari nzi, yari afise ikintu gitoyi. Nimba hari ikintu kitari mu buryo ubu, muribuka, narabibabwiye kuva kera cane, ko twari kubigorora. Kandi ndazi ko mwumva yuko hariho impwemu hano itandukanye n'iyari ihari ubwa mbere. Murabona? Murabona? Murabona? Ni vyo. None, ntimureke ngo bisubire kuvaho. Ndabibasavye imbere ya Yesu Kristo, ntimuyireke ngo igende. Nimuyigumane hano nyene, murabona, gusa mugumize ibintu vyose bigoroye neza hanyuma mubandanye mutera intambwe. Muri bene Data. Nta na rimwe aba ari mwene So canke mushikawe akora ikibi; ni irya mpwemu ya wa murwanizi yinjiramwo hariya. Murabona aragendagenda. Wewe gusa umvira ikigongwe uwo mwene Data

canke uwo mushiki wacu, umenye ko ari Satani yitambitse hagati. Nimba wumva akazikira kuri ivyo, kirukane ubu nyene ningoga, urabona, kuko bizokuguguna. Ego, bizokuguguna. Kubw'ivyo rero, guma kure yavyo. Wibuke gusa.

> Hariho ikibanza, ikibanza, ibibanza vyinshi,

Hariho ikibanza ku Bametodiste, hariho ikibanza ku Babatista, ikibanza ku Baperesibiteriyano. Hariho ikibanza kuri bose.

> Ikibanza, ikibanza, ego, hari ikibanza,
> Hariho ikibanza kw'Isoko ku bwawe.

290 Ni bangahe bibuka ya ndirimbo yacu ya kera yo gusezerana, y'ico gihe?

> Jana Izina rya Yesu hamwe nawe,
> Mwana w'umubabaro n'ingorane;
> Rizoguha umunezero n'ihumure,
> Rijane aho uzoja hose.

Nipfuza ko mwogumana natwe, Mwene Data Jeffreys, wewe na Mushiki wacu Jeffreys, n'abo bahungu bari ng'aho, bose.

> Kandi mw'Izina rya Yesu turunamye,
> Dukubise ibipfukamiro ku birenge vyiWe, (Oo, bagenzi!)
> Umwami w'abami tuzoMwambika igitsibo mw'Ijuru,
> Igihe urugendo rwacu ruzoba rurangiye.

> Jana Izina rya Yesu hamwe nawe
> Rifate n'Inkinzo uyu munsi;
> Oo, iyo ibigeragezo bikwegereye,
> Vuga wongorera iryo Zina Ryera mu gusenga.

Oo, ivyo ndabikunda. Mweho? Iryo zina ry'Igitangaza rya Yesu! Rero, reka duhaguruke aka kanya, mu gihe turirimba ubu. Ni vyiza.

> Jana Izina rya Yesu hamwe nawe,
> Mwana w'umubabaro n'ingorane;
> Rizo . . . ( . . . ? . . . )

> . . . Ewe kuntu riryoshe!
> Ivyizigiro vy'isi n'umunezero w'Ijuru;
> Izina ry'Igiciro, (Oo, Izina ry'igiciro!) Ewe ukuntu Riryoshe!
> Ivyizigiro vy'isi n'umunezero w'Ijuru.

291 Ibi rero biratandukanye gatoyi. Reka twunamike imitwe yacu aka kanya, kandi, mu gacerere ntangere, tuduze ukuboko kumwe, tuvuge duti :

> Kw'izina rya Yesu turunamye,
> Dukubise ibipfukamiro ku birenge vyiWe,

Tuzomwambika igitsibo c'Umwami w'abami
mw'Ijuru,
Igihe urugendo rwacu ruzoba rurangiye.

Izina ry'igiciro, Ewe ukuntu Riryoshe!
Ivyizigiro vy'isi n'umunezero w'Ijuru;
Ego, Izina ry'igiciro, Ewe ukuntu Riryoshe!
Ivyizigiro vy'isi n'umunezero w'Ijuru.

292 Tugumye twunamitse imitwe, turavuga duti . . . [Mwene Data Branham ariko aririmba adasohora amajambo *Jana Izina Rya Yesu*—Umw.]

58-0927 Kubera Iki Twebwe Tutari Idini?
Ihema rya Branham
Jeffersonville, Indiana Leta Zunze Ubumwe za Amerika

KIRUNDI

©2026 VGR, ALL RIGHTS RESERVED

VOICE OF GOD RECORDINGS
P.O. BOX 950, JEFFERSONVILLE, INDIANA 47131 U.S.A.
www.branham.org

## Itangazo rijanye n'Uburenganzira

Uburenganzira bwose burarinzwe. Iki gitabu kirashobora gusohorwa ku mashini yo muhira kugirango umuntu agikoreshe canke gitangwe, ku buntu, nk'igikoresho co gukwiragiza Ubutumwa Bwiza bwa Yesu Kristo. Iki gitabu ntigishobora kugurishwa, gusubirwamwo ku rugero runini, gushirwa ku rubuga, kubikwa mu buryo bwo kurondera amakuru, guhindurwa mu zindi ndimi, canke gukoreshwa mu gusaba amahera ata ruhusha rwanditse rwa Voice Of God Recordings®

Ushaka kumenya vyinshi canke ushaka kuronka ibindi bikoresho bihari, ushobora kwandikira:

VOICE OF GOD RECORDINGS

P.O. BOX 950, JEFFERSONVILLE, INDIANA 47131 U.S.A.

www.branham.org